# Mushingantahe, Iki Ni Co Kimenyetso C'Iherezo?

Jeffersonville, Indiana, USA

30 Kigarama 1962 Ku Mugoroba

1 Urakozecane Mwene Data Neville.

Mwiriwe neza, bagenzi banje b'igiciro kinini. Ndanezerejwe no kwongera kugaruka kanokagoroba mu gikorwa c'Umwami Imana yacu.

[Mwene Data Neville avuze ati: "Iyi mikoro ni yo iriko irakora, iyi iring'aha.—Umw.] Iyi, ni iyi. Ôo, ego. Ibi ni vyiza.

Mw'iki gitondo nabafatiriye cane, ku buryo niyumviriye yuko ntegerezwakunyarutsa kw'uyu mugoroba. Um-hum, uh-huh, uh-huh. Bagenzi, ese ukuntu vyaribiteye ubwoba, abahagaze, kandi ntivyoroshe kw'uyu mugoroba. Rero, sinzagutevya gushitsa turonse ahanyu ho kubashira, ishengero rikimara guhezakwubakwa. Oya, ariko ntidutegekanya kubafatira umwanya munini kw'uyu mugoroba.

Ariko ejo ku mugoroba, dutegekanya kuzohamara umwanya gato. Ejo ku mugoroba,nimba bamwe muri mwebwe bashobora kuzoza, ejo ku mugoroba, emwe, twitezekuzogira ibihe bidasanzwe mu Mwami. Hazoba hariho abagabo bamwe beza hano ejoku mugoroba. Tuzogira, twese dufise umwanya...

5[Mwene Data Edgar Branham, avuze ati: "Ôo, mukundwa, hinge! Ndafise iconashaka kukubaza. Nibagiye kukubwira. Ariko, abantu benshi hano bavuze ko uhorawihuta mu kuva mu gikorane. Ariko ejo ku mugoroba urashobora kuronka umwanyawose, kuva isaha imwe kugeza mu gicugu, nimba uwo mwanya ushaka kuwufata. Rero,ico ni co iri koraniro hano ryansavye kukubaza. Ubu rero urabasobanurira, nimbanawe ari ko ubibona "—Umw.]

Ejo tuzofata ingaburo yera, isaha zitandatu z'ijoro. Ndazi neza ko muzo—muzokundakugira…kuba hamwe n'ivyo. Mu gihe abandi baba bariko baragira iminezero bongerabakoma induru, barasa amasasu, bongera banywa inzoga, n'ibindi, twebwe tuzobatwunamye mu kwubaha imbere y'Imana [Agace katavuga kuri bande—Umw.] maze dufateingaburo yera, hanyuma dutangure umwaka dusezerana kandi duha imitima Imana, mukuyiragiza.

Kandi hazoba hariho abavugabutumwa bamweneza ejo ku mugoroba, uko biri kwose. Hariho beza… Uyu Mwene Data wo muri Georgiaari hano, Mwene Data Palmer, umuvugabutumwa mwiza. Mwene Data Junior Jackson azobaari hano ejo ku mugoroba; Mwene Data Beeler, Mwene Data Neville. Ôo, bagenzi, bagenzi!Bazoba bukurikirane babandanye gusa, abagabo beza b'Imana bazoba bari hano, MweneData Willard Collins, hamwe na Bene Data bose bagiye baduha ubutumwa buhambaye.Kandi kumbure abandi bazoza, birtyo tuzokwutega ibihe vyiza cane ejo ku mugoroba.

2 Ubu rero, umugore wanje yambwiye ngo: "Ibi ntubivuge," ariko ngomba ndabivugeuko vyogenda kwose. Muntunge, mur'iki gitondo navuze empire [ubwami buganza ubundi bwami], aho kuvuga umpire [umusifuzi].

Billyyicaye hariya inyuma, ati: "Ng'uyo arasubiriye."

Navuze nti: "Ubwami buganza ubundi bwami; ategerezwa kuba afise ubwami buganzaubundi bwami." Nashaka kuvuga, umusifuzi.

Jewe meze nka kumwe bahora bavuga ku vyerekeye wa Munyaholande, murabizi. "Kandintimumfatire ku vyo mvuga, ariko ku vyo nshaka kuvuga."

Navuze nti: "Nibaza ko bantahura, inyuma y'iyi myaka yose." Murazi, ni hafi…

Iyi ni imyaka mirongo itatu ndi inyuma y'iki gicaniro hano. Imyaka mirongoitatu muri iri hema! Mwategerezwa kuba munzi muri iki gihe, si ko? Ôo, bagenzi!Amashure yanje ni make. Ariko nda—ndazi ko ntashobora kuvuga, ariko mvuzainduru y'ukuri ku Mwami.

3 Kandi, Mwene Data, ndizera ko yari Dr. Lamsa, wo muri Bibiliya ya Lamsa, harimur'iyo nsobanuro, yavuze…

Igihe kimwe nariko ndigisha, gusa sinari nzi ko ari ho yari. Hanyuma araza kundaba,yariko avuga kuri Urimu Tumimu, hanyuma kandi akavuga kuri urya Muco. Avugaati: "Hari ingorane nyabaki ku bantu b'uyu munsi?" Nanje nti…Yavuze ati:"Impamvu abantu, abasobanuzi, badashobora gusobanura Bibiliya neza, n'uko abasobanuzibageragеje gusobanura mu Kiyadishi co ku rwego rwo hejuru; kandi Yesu, yavuga,yavuga ururimi rw'abenegihugu basanzwe, nk'uko abantu bo mw'ibarabara bavuga."

Kandi, murazi, hariho Icanditswe muri Luka, kivuga ngo: "Abenegihugu basanzwebamwumviriza banezerewe." Yavuze mu rurimi rwabo. Nanje nizigira kovyasubiye kuba ivyo ubugira kandi.

4 Turanezerewe kubw'Umwami. Noneho, ndabizi, ndabona abo bakenyezi bahagaze hiryano hino. Birababaje kubona abantu bahagaze, tutibagiye abo basore n'inkumi, n'abakenyezi,n'abandi, bahagaze ku

ruhome, n'abana bato. Ariko, gusa ntituraronka ikibanzaco kwicarikamwo abantu gihagije. Rero turasavye, kugira ngo ubutaha nitwagiraibikorane, inyuma y'iri yinga, inyuma y'iki gihe…

Murazi, igikurikira gitegekanywa, nk'uko tubizi, ni ya Mashashara Ndwi. Kandi,Umwami niyabigomba, tuzoca tuyatangura ubwo nyene urusengero nirwamara guhezakwubakwa, aho rero tuzoba tubasha kwinjira hano. Tuzorwinjira mu kwongere kurweguriraImana. Kandi kumbure iyinga rimwe canke abiri, kumbure amayinga atatuakurikirana, kubw'Amashashara Ndwi. Rero, twiteze ibihe vyiza mu Mwami, mur'icogihe. Kandi tuzogira…Mwebwe mwese abantu muva hanze y'iki gisagara, tuzobarungikiraamabaruwa n'ibindi, maze tubamenyeshe neza na neza igihe, kumbure iyinga imwecanke zibiri, imbere y'ico gihe.

Uwiyemeje ibikorwa, nk'uko numvise Billy abivuga kw'uyu mugoroba, azobayahejeje umunsi ugira cumi wa Ruhuhuma. Emwe, niyaba yarangije ku wa cumi, tuzocadutangura nko kuwa cumi na gatanu, hanyuma. Rero, bakimara kuranguza, tuzoca dutanguraubwo nyene kur'ivyo.

5 Umutamakazi Mushiki wacu Kiddyarampamagaye, hashize igihe gito, kandi yari hafi kurira. Yavuze ati: "MweneData Branham, twagerageje cane kwatsa ya modoka ya kera, none yanse kwaka.Rero," avuga ati: "Nudusengere yake, kandi nzoza ejo." Yongera ati: "Ndibaza nimbanshobora kuronka aho nzoshikira?"

Ndamubwira nti: "Ntugire ikibazo, tuzokuronkera icumba, Mushiki wcu Kidd,ukimara gushika…"

Avuga uti: "Umutima wawe uragahezagirwa." Avugaati: "Urazi, nimba uzogira igikorane kugeza isaha zitandatu z'ijoro," avugaati: "Sinshaka gusohoka isaha zitandatu z'ijoro."

Murazi, we na Mwene Data Kidd bafise imyakanka mirongo umunani n'itanu, umwe wese, kandi baracari ku gikorwa c'ibango. Muraziico bakora? Bafata icuma gifata amajwi, hanyuma bagafata Ubutumwa bwanje bakavamu bitaro baja mu bindi, inzu ku nzu, bavuza amabande. Ng'ico ico twitaguhozako! Ivyo ntabwo ari gufata ikiruhuko c'izabukuru. Ahubwo ni kwumira kuKwizera, gushika kw'iherezo, gupfana Inkota mu minwe. Ubwo ni bwo buryo bwokugenda. Ni ko nshaka gukora. Uh-huh.

6 Hanyuma, yavuze ati: "Urazi, ndamutse nsohotse, kw'ibarabara rikuru, isahazitandatu z'ijoro," avuga ati: "n'inyuma y'isaha zitandatu z'ijoro, ngeragezagutaha, hamwe n'ayo mashetani yose yaborewe," avuga ati: "ariko atwara imiduga,"ati: "agenda arayumbayumba mu mpande zose yaborewe." Yavuze ati: "Ayo mashetanibakwiragiye hose," ati: "Nohava nicwa n'ubwoba."

Mwene Data Pat, mu vy'ukuri umutamakazi mutomuto w'igikundiro. Ni bangahe baziMushiki wacu Kidd? Yicaye hano, ng'kurya, umuntu yerekana ubweranda.

Kandi, igihe, mwiyumvire gusa, imyaka imbere yuko mvuka (none ubu ndashaje),yari hariya muri iyo misozi, we na Mwene Data Kidd. Yaramesa, umunsi wose, kugikarabiro, kugira ngo aronke amasenti cumi n'atanu canke mirongo ibiri akuyemu kumesa, kugira ngo amurungika ahantu kanaka, uwo mugoroba, kuvuga ubutumwa.Muri vya birombe vy'amakara hariya muri Kentucky, aho…umuntu vyaba ngombwa kw'akurindan'inkoho, kugira ngo uduge umusozi, aho waba ugiye kuvuga ubutumwa. Ôo, bagenzi!Rero, ndiko ndibaza:

Ningombwa njanwa mw'Ijuru

Nidibamiyeku buriri busharijwe amashurwe,

Mu gihe abandi barwaniye gutsindira impera,

Kandibagasoza mw'ibahari y'amaraso?

Ntegerezwakurwana nimba ntegerezwa kuganza,

Nyongeraumwete, Mwami.

Ni ivyo, kandi ndashaka ugushigikirwa na We, biciye kw'Ijambo ryiwe. Ico ni conshaka uyu mugoroba.

7 Ubu, ndibaza ivyuma bifata amajwi biriko birayafata akakanya.

[Mwene Data umwe avuze ati: "Ntiwibagire gushikanira abana Imana."—.] Ôo, ego. Mfise… Murantunga.

Hariho Mushiki wacu muto yari afise umwana hano, muri iki gitondo, yashaka kumushikaniraImana. Namubwiye ko tuza kubikora rwose kw'uyu mugoroba, rero tubikore akakanya. Kandi, ejo ku mugoroba, tuzohezagira abana, ibikorane vyo gukira indwara,ibizodushobokera vyose gukora. Tuzoba dufise umwanya uhagije. Kano kanya, nimbauwo Mushiki wacu muto ari hano, kandi akaba afise uwo mwana muto.

Kandi ndakeka yuko abantu bamwe baturuka kure, kandi bari hano muri iki gitondokugira ngo baronke

umubonano wo mu mwiherero, hamwe no kw'ibintu kanaka. Rerotwategerezwa guhurira na bo hano muri iki gitondo, kandi Billy vyabaye ngombwakw'abarindiriza kugeza ku mugoroba. Ariko uyu mugoroba yababuze, murabona. Nimbauri hano, Mushiki wacu, nagumye hariya inyuma umwanya utari muto, ndindiriye,ndaba nimba ashobora kubona uwo mukenyezi. Nibaza ko bari abantu babiri bari kurutonde rw'umubonano wo mu mwiherero, bari baje bava mu gihugu ca kure. Rero, tu—turizera,ninaramuka ntababonye, nzoshobora kubabona vuba hashoboka, kumbure ejo kumugoroba, mu gihe tuzoba tugarutse hano.

8 Kano kanya, nizera ko uyu ari wa mukenyezi ariko araza, hamwe n'akana gato kambayea—agasarubeti k'ubururu?

"Agasarubeti"? Meda, ivyo si vyo na—na—nashaka kuvuga, mukundwa, n'ubwo ari consanze navuze. Gasa n'agakanzu ka bamwe…Agasarubeti, ni bangahe bazi i—isarubeti?Emwe, koko. Kuri jewe ni agakoti ka kera. Rero—rero…

Emwe, ni ka kana gato k'i Dallas. Bagenzi, ni keza. Mwene Data, woduga hano. Munyihanganire.

Emwe, emwe, numva nkunze uyu mugozi mwamwambitse hano. Yitwa nde? [Se wiwe avuzeati: "Rebeka Lynn."—Umw.] Rebekah Lynn, L-y-n-n. Hanyuma izina ryanyury'umuryango ni irihe? Stayton. Rebekah Lynn Stayton. Ni vyo? Womumpa? ["Koko."]Ndazi ko bisa n'ibigoye gutanga akana nk'aka. Mbega si keza ga yemwe? RebekahLynn Stayton.

Uyu muryango waciye muri vyinshi. Uyu mukenyezi akiri muto hano, n'umugabo wiwe, aha vuba bompibarakijijwe kandi bashikanwa ku kumenya Umwami. None ubu, mu kunywana kwabo,Imana yabahaye uyu Rebeka mwiza, mutoya, none bamuzaniye Umwami.

9 Noneho, abantu benshi, bita ukutagira iherezo…bavyita umubatizo w'abana,mw'ishengero ry'Abametodiste mbere no mu yandi menshi, rero bakababamijakw' amazibakiri utuyoya. Noneho, ku binyega, ivyo ni vyiza. Ariko igihe cose twebwe tugeragezakugumana gusa n'ico Bibiliya ivuga gukora. Kandi muri Bibiliya, nta (oya) ntihigezehabaho ikintu nk'ico ngo ni kubatiza abana; nta hantu na hamwe muri kahise,kugeza kw'ishengero Katolika ya mbere, uko tubizi, ni kuvuga atari imberey'Inama y'i Nikeya.

[Rwa ruyoya rurarize—Umw.] Ibi ni bwo buryo bwo kuvuga "Amen." Ivyo, murabona, utegerezwa… Murabona,mutegerezwa kuronka insobanuro.

Rero, ariko, muri Bibiliya, bazanye abana bato kuri Yesu, kugira ngo abahezagire.Abarambikakw'ibiganza, arabahezagira. Kandi, ivyo, dukomeza kubandanya ivyo.

10 Rekanoneho twunamike imitwe yacu.

Data wacu wo mw'Ijuru, uyu mukenyezi akiri muto n'uyu mugabo akiri muto baje kur'uyumugoroba hamwe n'uyu mwana muto Rebeka mwiza bahawe, kugira ngo bamwitwararike,kugira ngo akurire mu nama y'Imana. Kandi bamuzanye uyu mugoroba kugira ngo bamwerekeUmwami. Mu gihe nyina yamukura mu minwe yiwe akamushira mu minwe yanje, nanjendamukuye mu minwe yanje ndamuguhereza, uyu Rebeka muto. Mana, ubane na wekandi umuhezagire. Hezagira se na nyina. Reka bose babeho ari abizerwa,barambe, kandi, nimba bishoboka, bazobone Ukuza kw'Umwami Yesu. Reka uyu mwanaakurire mu kumenya Umwami. Kandi reka, nimba ejo hazobaho, reka azokubereigishingantahe gihambaye. Bikore, Mwami. Noneho, iyaba wari hano kw'isi, ababagore n'abagabo ni Wewe bari kuzanira abana babo. Ariko twebwe, abakozib'Ubutumwa Bwiza, turi abaserukizi bawe. Rero turaguhaye uyu mwana, kubw'ubuzimabw'igikorwa mu Bwami bwawe, mw'Izina ry'Umwana wawe, Umwami Yesu Kristo. Amen.

Uhezagirwe, Rebeka muto! Mbega akana keza! Imana ibahezagire mwempi, n'umwana,ibahe kuramba mu buzima bw'umunezero, mu gikorwa c'Imana.

11 Sinzi nimba ngikomeye rwose bihagije, canke atari ko bimeze. Uyuni umuhungu. Yitwa nde? [Nyina wiwe avuzeati: "Stanley Victor Cleveland."—Umw.] Stanley… ["Stanley."] Stanley Victor…["Cleveland."] Clayland? Clay-… ["Cleveland."] Cleveland. Stanley muto, mbegaizina ryiza, kandi mbega umuhungu mwiza! Emwe, ndakeka, ku vyerekeye…Reka turabehano, Stan. Ni agahungu keza? Ôo, murazi. Ibi ntabwo tubikora. Dukora ibi gusa,murabizi, nta kundi kuntu tubikoramwo. Ni ukuri. Mu vy'ukuri ni agahungu keza.Ndibagiye izina ry'umuryango. Sinibaza ko ndiko ndarisubiramwo neza.["Cleveland."] Cleveland. Neza cane.

Rekakano kanya twunamike imitwe yacu.

12 Data wo mw'Ijuru, uyu mugabo n'umugore bazanye uyu mwana, Stanley Cleveland,kugira ngo yegurirwe Umwami Yesu. Umwungere w'ishengero hano, hamwe nanje,duhagaze hamwe mu bumwe mu bikorwa vy'Umwami, turaguhaye uyu mwana kubw'ubuzimabw'igikorwa. Wamuhaye nyina na se; none ubu baramumpaye, mu maboko yanje; nanjendamukuye mu maboko yanje ndamushize mu yawe. Mana, hezagira se na nyina. Hezagiraaka gahungu gato, kandi bose babeho igihe kirekire, ubuzima

bw'umunezero bwokugukorera. Reka uyu mwana arererwe mu nama y'Imana, kugira ngo azoyikorere, ayubahe,ayikunde, iminsi yose y'ukubaho kwiwe. None, bazanye abana kuri Wewe, kugirango ubahezagire; natwe, n'ibiganza vyacu birambitse kw'uyu mwana, turamuhezagiyemw'Izina ry'Umwami. Kandi reka azorambe, mu buzima bw'umunezero bw'amagara mezan'inkomezi, ku gikorwa cawe. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

Imanaiguhezagiye, Stanley muto. Mufise umuhungu mwiza.

13 Kano kanya ngiye kubasaba ubutoni gato, ku bana hamwe no ku miyabaga. Kandi ndaziko bigoye. Ntimushobora kwihanga umwanya muremure, kubera ingingo zantu ziribwaribwa. Ariko ngiyekuzana ikintu kw'uyu mugoroba ntari bwigere nzana imbere y'aha. Kandi harihoikintu kanaka ngiye kuvugako, ico ntari bwigere nibaza ko novuze ku kintunk'ico.

Ni yo mpamvu, muri iki gitondo, ntashatse gufata uwo mwanya kubwa buno Butumwa,kandi sinigeze mpeza mu kuvuga ku Cishimikizo canje, kandi sinibaza ko nzokwigerampeza. Nibaza ko ndazokwigera mpeza. Ni Mwiza cane!

Ariko, uyu mugoroba, ngiye kuvuga ku kintu ntazi. Kandi rero, aho rero ni ikintu kanaka, kumukozi w'Imana kuvuga ko agiye kuvuga ku kintu atazi. Ariko ngira ndaciyadukizemwo,nkurikije ubumenyi bwanje,…kugira ngo iri shengero rishobore gutahura. Ntampamvu n'imwe nokwigumizamwo ikintu cobagirira akamaro ngo ndeke kukibabwira.

14 Hanyuma, iyi bande, nibaza ko ba bahungu bariko barafata amajwi kuri bande. Nivyashikamukaronka iyi bande, umuntu wese azokwumviriza iyi bande, mwibuke, nihagiraikintu kibazazanira, ntimuze mwigere muvuga ikinyurane n'ibiri kuri bande. Ntimuzemuvuge ikinyuranye n'ibiri kuri bande.

Benshi baranyandikira, ku bijanye n' Uruvyarorw'Inzoka, bakavuga ngo navuze gutya na gutya. Ngiye kurondera iyo bande, ndayumvirize.Sinabivuze muri ubwo buryo. Murabona, abantu batahura ibintu nabi.

Murazi, Yesu, igihe kimwe inyuma yo kuzukakwiwe, Yariko agendagendaga ku nkombe y'ikiyaga, hamwe n'Intumwa, hanyumaYohana we yegamira mu gikiriza ciwe. Maze batangura ngo: "Bizogenda gute kuriuyu mugabo?"

Yesuarabishura ati: "Bibatwaye hamwe aramutse abayeho kugeza nje?"

"Baca bagenda barakwiragiza ngo: 'Yohana azobaho gushitsa abonye Yesu aje.'"

Kandi Ivyanditswe bivuga ngo: "Ariko, ntabwo Yigeze abivuga artyo." Murabona, ivyontavyo—ntavyo Yigeze avuga. Yivugiye gusa ati: "Bibatwaye hamwe aramutseabayeho kugeza nje?" Ntiyigeze avuga ko yogumye ariho. Ariko, murabona, gutahuranabi biroroshe cane.

15 Kandi, ubu, ntabwo—ntabwo ari uko ndiko ndiyamiriza umuntu kubwo kubikora. Kuberana jewe ubwanje biranshikira. Abantu bose birabashikira; nimba Intumwazagendana n'Umwami wacu, zaramutahura nabi. Kandi ntibigera bamutahura neza.

Amaherezo, baravuze bati: "Emwe, ubu hoho turatahuye. Ubu rero turizeye. Kanditumenye neza ko ata muntu abwirizwa kugira ico kukubwira, kuko Uzi vyose."

Yesu arababaza ati: "Ubu murizeye?" Murabona? "Inyuma y'iyo gihe cose, amaherez…… amaherezomwabitahuye, murabona, none murizeye?"

Rero ivyo ni ivyakimuntu gusa. Kandi twese turi abantu, rero tuzotahura nabi.

Ariko nihagira ikintu kibazazanira, subizabande inyuma. Hanyuma mukurikire n'ubwitonzi ntangere. Ndazi neza ko Mpwemu Yeraazôbĭhishūrira.

16 Noneho, bana bato, nimba mwogumya "amen" zanyu, abana. Hinge gato, kukonsha—ndashaka ko ibi bitahurwa neza, kubera ko benshi batazoronka iyi bande. Rero,ndashaka kumenya neza ko mwabitahuye. Reka tubijeko, kuko, nza kuvuga iminotamirongo itatu n'itanu, canke mirongo ine, mu kwubaha gusa uko tuzi kubikora.

Kubera, iki ni igihe kidasanzwe kuri jewe. N'uko hariho ikintu kanaka cashitse,nanje sinzi ico nokora. Murabona? Kandi ngeze mu gihe gikomeye cane nigeze gucamwo,mu minsi y'igikorwa c'ibange ryanje, uko ndabizi.

Noneho,reka twunamike imitwe yacu kano kanya, imbere yuko twegera Ijambo.

17 Data wo mw'Ijuru, aho, hashize igihe, narigishije ku cirwa citwa ngo Gucacisha. Kandi gucacisha ni "kwiyadukizaata bubasha." Kandi kumbure uyu mugoroba, Mwami, niyemeje gusobanurira abantuikintu kanaka, ata yerekwa ryaco mfise. Kubw'ivyo, Mwami, nsesa aho ntegerezwaguseswa; ugara akanwa kanje, Mwami. Warugaye umunwa w'intare, muri rwa rwobohamwe Daniyeli yari, ntaco zamugize. Mwami,

ndasenze ngo, hamwe ngize ikintukanaka nogerageza gusobanura nabi, Uracafise ubushobozi bwo kwugara akanwa.Ariko nimba ari Ukuri, Mwami, Ubihezagire, kandi Ubikwiragize. Kandi Urazi hamwen'ivyimirije. Kandi ni co gituma naje, mbere gushika kw'iyi saha yanyuma, kugicaniro, kugerageza gusobanura ibi bintu. None ndagusavyye ngo Udufashe.

18 Hezagire iri shengero rito. Uyu murwi uza hano musi y'iki gisenge, bakamaranaiminsi natwe hano mu gisagara, bavuye mu mareta menshi. Ôo, iyo bugorovye, turanezerewecane kubona dufise aho duca tuza. Iyo ab'isi bacanganyikiye cane kandi ntibamenyeaho bohagarara, twebwe turanezerezwa n'uko: "Izina ry'Uhoraho ari umunaraukomeye, kandi abagororotsi bawuhungiramwo maze bakaba impore." Atari Amajambomenshi, ariko impishuro!

Rero, turasenze, Data, nk'uko Imico y'akagoroba yoje, ku kirengazuba. Kanditwizera ko ico ari co gihe tubayemwo, ku kirengazuba. Turagushimiye cane,Mwami, tubikuye ku mitima yacu, kubw'ivyo Wadukoreye. Kandi, Mwami, muw'ikigihe, ndagushimiye ko Waduhaye amayerekwa watanze, rimwe ryose mu buryobutunganye, kandi insobanuro z'indoto zabaye gurtyo nyene mu buryo butunganye. Reroaho, turazi ko ashobora kuba ari Wewe gusa, Mwami; kuko twebwe turi abantubuntu, twese twavukiye mu caha, kandi nta kintu ciza kiri muri twebwe. Ariko, kwiyumvirako Ushobora gufata ikintu nk'iki, nk'umuntu, Ukabezesha amazi y'Ijambon'Amaraso ya Kristo; hanyuma ukamvura ukuboko muri ubwo buryo, gushik'ahoumuntu ataba agikoresha ivyiyumviro vyiwe, ariko akareka Iciyumviro ca caKristo, We azi vyose, reka ico Ciyumviro kize maze kivuge kandi kidukoreshe twebweurusago. Urakoze, Data.

19 Kano kanya Izina ryawe ryera rihezagirwe. Kandi turahezagiye uyu murwi muto uyumugoroba, mw'Izina ryawe. Turahezagiye umwungere, Mwene Data Neville, umusavyiw'Imana w'intwari. Turahezagiye abadiyakoni, abizezwa-bintu, na buri rugingorwose rw'Umubiri wa Kristo, haba hano mbere no kw'isi yose, mw'Izina ry'Umwami Yesu.

Ôo, nk'uko tubona iki gitutu c'umwijima,giteye ubwoba, kigwa kuva Rukristo, turazi ko igihe cegereje. Hazobaho Izamurwa,kandi Ishengero rizozamurwa. Mwami, reka dukomeze urugendo, duhanze amaso Uwarutangujen'Uwuzorusozera, Kristo. Bikore, Mwami. Mu gihe tugenda dutera tuja imbere kanokanya, mw'Izina ry'Umwami Yesu, tugana kuvuga ibi bintu vyashizwe ku mitimayacu, turasavye ngo Uze kubana natwe kandi Udufashe. Ubihererwemwo icubahiro,Mwami, nk'uko tukwiyeguriye, hamwe n'Ijambo ryawe, mw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

20 Kano kanya, nimba mufise ikaramu y'igitihamwe n'urupapuro, nashaka ko mwandika ibintu bimwe na bimwe, nka…canke ikintucose mushatse. mubitegure gusa. Hanyuma, kw'ibande, na none, nimba mushakakwandika Ivyanditswe, igihe ico ari co cose, kuko nizera ko Ivyanditswe ari vyobifise agaciro.

63Rero turashaka gusoma igisomwa uyu mugoroba, nako isomwa ry'Icanditswe, mu Gitabuc'Ivyahishuwe na Yesu Kristo. Kandi nizera ko ibi ari Ivyahishuwe na YesuKristo, nk'uko vyanditswe mu Gitabu. Kandi iyindi mpishuro yose yoba inyuranyen'ibi Vyahishuwe, yoba ari iy'ikinyoma. Nizera ko vyoba ari vyizakubisubiramwo…kubi—kubisubiramo ubugira kandi. Impishuro yose itazahuza n'ibi Vyahishuwe,ntibe imurika umuco kw'iyi Mpishuro, kuba ari uguhishurwa kw'ikinyoma. Bitegerezwakuba kuba bihuye n'Ivyanditswe.

21 Kano kanya, mu gice ca 10 c'Igitabu c'Ivyahishuwe na Yesu Kristo, ndashakagusoma imirongo mike ya mbere, imirongo indwi itangura, 1 kugeza ku 7. Kandimutege amatwi n'ubwitonzi ntangere, kandi munsengere.

Mbona uwundi mumarayika w'inkomezi—uwundi mumarayikaw'inkomezi amanuka ava mw'Ijuru, yambaye igicu, no mu mutwe yari yambayeumunywamazi, mu maso hiwe hasa n'izuba, amaguru yiwe asa n'inkingi z'umuriro:

Yar' afise mu minwe agatabu kazinguruye, ashingaikirenge c'i buryo ku kiyaga, ic'i bumoso agishinga i musozi.

Asemerera n'ijwi rirenga, nk'ukw intambwe yivuga:asemereye, imituragaro ndwi ituragara amajwi yayo.

Kand' imituragaro ndwi imaze kuvuga nariko ngiranandike. Numva ijwi rivuye mw'Ijuru rimbarira, riti Matanisha ishasharaudomemw' ikimenyetso ivyo imituragaro ndwi ivuze, ntuvyandike.

Umumarayika nabonye ahagaze ku kiyaga n'i musozi,amanika ukuboko kw'i buryo, agutunga mw'Ijuru, arahira Iyibaho IbiheBitazoshira, yaremye Ijuru n'ibirimwo, n'isi n'ibirimwo, n'ikiyaga n'ibirimwo,ati Ntibigitevye:

ariko mu misi y'ijwiry'umumarayika w'indwi, ah' azoba agira avuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imanarizoba riheraherejwe, nk'uko yabariye abasavyi bayo Ubutumwa Bwiza, ni bobavugishwa na yo.

Rero icigwa canje, nimba nkwiye kucita gurtyo, uyu mugoroba, ni iki: Mushingantahe, Iki ni co

Kimenyetso c'Iherezo?

22 Twese turazi ko tubaye mu gihe c'u—c'ubwiza kw'Ishengero, ariko igihe giteyeubwoba ku wutizera. Kandi tubaye muri kimwe mu bihe vy'akaga vyose vyigezekubaho, kuva isi ibaho. Nta muvugishwa, nta ntumwa, nta na rimwe, no mu gihe nakimwe, yigeze aba mu gihe nk'ico twebwe tubayemwo ubu. Ni umuhero.

Vyanditswe mu kirere. Vyanditswe kw'isi. Vyanditswe muri buri kinyamakuru. Niumuhero, nimba mushobora gusoma izo nyandiko. Abavugishwa babayeho mu gihe aho inyandikozandikwa ku rusika rw'igihugu, ariko twebwe tubayeho mu gihe aho inyandiko ziriku rusika rw'igihe. Amahanga yose, isi, vyose, igihe kirarangiye. Rerodutegerezwa gusesangura Ivyanditswe, kugira ngo tubone isaha tubayemwo.

23 Igihe cose, umuvugishwa w'ukuri w'Imana azokwama na ntaryo atumbera ku Vyanditswe. Kubw'ivyo rero nintabanduka ko bizoba uko. Mw'Isezerano rya Kera, igihe abavugishwa bavuga ikintucose, buri gihe, ahantu kanaka, haba hari umuvugishwa yaba afise Ijambo,yagumana n'Ijambo. Yarindira Imana kugira ngo abone iyerekwa. Iyerekwa ryiwe ribayeritandukanye n'Ijambo, aho iryo yerekwa ryiwe ryaba ari iry'ikinyoma. Ubwo ni bwoburyo bw'Imana bwo kugeza Ijambo ryayo ku bantu bayo.

Hariya inyuma murashobora kunyuma neza? Sinzi n'aho nohera.

Noneho, vyambereye amahirwe adasanzwe, kumenya ko iri hema ryari ryo shengeroryanje rya mbere. Ni ikintu c'ubwiza. Kandi sinzigera nibagira, n'ubwo jewe…Yesuatebaganye hanyuma nkabaho imyaka amajana. Ndibuka umunsi nashinga ibuyery'imfuruka, hariya mu mfuruka; hamwe n'iyerekwa Yampaye muri ico gitondo, ry'irihema. Kandi mwese muravyibuka. Vyanditswe mu bitabu. Kandi vyarashitse koko, urudomeku rundi, nta gace na kamwe kahushije.

24 None, ubu, ntabwo nizera ko hari ikintu Yavuze, muri iyi myaka yose y'ubuzimabwanje, ico nabwiye abantu, ngo kibure gushika. Kandi abantu benshi barazanyeinzozi, izo Yanyemereye, kubw'ubuntu bwiwe, gusobanurira abantu. Kandi benshibazana inzozi n'ibibazo ntaba nshoboye gusobanura.

Ariko sinagerageje kwiyerekana imbere yanyu mwebwe bantu nk'umuntu afiseinyishu zose. Nagerageje kuba imvugakuri maze ndababwira Ukuri, kandi nashoboyekubabwira gusa nk'uko Yaba Yabimbwiye. Rero igihe vyaba binjeko mw'ico gihe ncanshobora kubabwira.

Kandi nashaka kubaburira. Muri iki gihe tubayemwo, hariho benshi…Nta—nta nakimwe mvuga mu kurwanya abantu. Ariko iyo ubonye umuntu afise ku bintu vyose, ivyobinyuranye n'Ijambo.

25 Yesu yavuze ati: "Mu gihe ca Eliya harihoabanyamibembe benshi, ariko umwe gusa ni we yakize." Mu myaka myinshi, mirongoumunani canke irenga, iyo Eliya yamaze, umunyamibembe umwe ni we yakize. Harihoabapfakazi benshi mu gihe ca Elisa, ariko yarungitswe kur'umwe gusa. Kandidusanga hariho ibintu vyinshi Imana ikora, hanyuma ntihishurire abasavyi bayo.Kandi nta mushumba aruta Shebuja.

Hanyuma kandi, Imana ntizosangira icubahiro cayo n'umuntu n'umwe. Ni Imana.Kandi iyo umusavyi ageze ahantu agerageza gufata ikibanza w'Imana, noneho Imanaica imwaka ubuzima hanyuma ikamwimurira ahantu kanaka, canke ikintu nk'ico. Ivyodutegerezwa kuvyibuka.

26 Rero, muri ayo mayerekwa no mw'izo nsobanuro, sinshobora kuvuga insobanuro y'inzozinanje ntabanje kuyibona neza, mw'iyerekwa, ico iyo nzozi yari iri. Kandi benshimurazi ko mwandotoreye inzozi zanyu, mbere ntibibe ngombwa ko murinda guhezakuyivuga. Maze kuyibonera iyo nzozi, naca mpindukira nkababwira ko hariho vyinshiwasimvye, kandi nkaca ndakubwira n'ivyo wasimvye. Ivyo murazi kw'ari ukuri. Nimbaari vyo, vuga, "Amen."…?… [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Ibintu mutambwiye.Kubw'ivyo, murabona, nimba…Nk'uko Nebukadinezari yabivuze, ngo: "Nimbamudashoboye kumbwira ivyo narose, none nobwirwa n'iki ko mufise insobanuro yavyo?"

Ariko ivyo ibintu vyose uko biboneka, ntidutegerezwa kubifata ngo tuvuge ngo,"NI K'UHORAHO AGIZE." Ntidukwiye gukora ivyo. Dutegerezwa kugira ijwi ry'ikibiriraho,inyishu iva ku Mana, imbere yuko dushobora kuvuga ko ari Imana. Atari ukobiboneka, atari ibishobisho, n'ubwo vyoba vyishibagura gute.

Urashoborakuvuga, uti: "Ndizera vyoshobora kuba gurtya."

Ariko iyo uvuze, ngo: "NI K'UHORAHO AGIZE," ntaba ari wewe. Nimurabe aha kuruhimbi. Murigera mubona ihusha? NI K'UHORAHO AGIZE iba itunganye, ntiyigeze ihusha.Kandi igihe cose ari NI K'UHORAHO AGIZE, ntibishobora guhusha.

27 Ariko, kugeza ubu, Yaranzigamye, kubera naramurorereye. Ntabwo nagerageje kuronderakuba rurangiranwa, canke icubahiro c'ubusa c'abantu. Naragerageje uko nshoboyekugira ngo mbeho nciye bugufi, kandi mbaho ubwoko bw'ubuzima nibaza ko Umukristoyategerezwa kubaho. Kandi ntabwo nabashije gukora ivyo jewe ubwanje, ariko niWe Yabikoze kugeza uyu munsi. Nk'uko ndabivuze, Uwo ni We Yandôngōye.

Ibintu vyinshi vyoshobora kuvugwa mur'ububuryo, ariko vyohava bitwara umwanya munini. Ariko mwese murabizi ivyo bintu.Kandi impamvu yonyene yatumye ndabavugisha "amen," mu kanya gaheze, mwebweabantu mwandotoreye inzozi, hanyuma nkagaruka nkababwira ivyo mwibagiye, nikubera ubu Butumwa buriko burafatwa amajwi. Abantu bo mu mahanga yose bazabwumvaUbu. Kandi nibumva izo "amen," noneho bazomenye ko hărihó amajwiy'abantu bakurikira ico gikorwa c'ibango, kandi birinda gukora ikintu kibi, cankekuvuga "amen" ku kintu kitari co. Amenbisobanurwa ngo "bibe birtyo." Ni ikimenyetso co kwemera.

28 Noneho, ubuzima bwanje bwose, kuva nkiri muto, hariho ikintu camyekimyangayikisha. Kandi nabayeho ubuzima bw'akabarore, bugoye gutahura. N'umugorewanje ariyagaza mu mutwe akabivuga. "Bill, ntabwo nizera ko hariho umuntu ashoborakugutahura."

Nanje ndavuga nti: "Na jewe ubwanje sinitahura." Kubera ko, narirekuye,niyegurira Kristo, hashize imyaka myinshi. Ni We Andongora. Ntabwo ngerageza kubitahura.Nja aho Andongoreye kuja honyene, uko ndabizi.

Ndashima kubw'umugore mwiza n'abana beza, hamwe n'umugore wanje n'abana bafiseicizere yuko ata kintu nobabwira c'ikinyoma. Barizera. Igihe cose ubabwiyeikintu ico ari co cose, baca bacumirako. Barazi ko ata kintu c'ikinyoma nobabwira.

None noca mpeza nkabwira umwe mu bana b'Imana ikintu c'ikinyoma? Sinobandabikoze n'ibigirankana. Oya, mushingantahe. Imana ishaka abana bayo mumyimenyerezo y'ukuri. Nuko tube abizigirwa kuri bo, kandi tube imvugakuri kuribo, nizera ko ivyo azobihezagira.

29 Rero, mw'urwo rugendo rwose, hariho ibintu vyabaye,ivyo jewe ntashobora gutahura. Kandi kimwe mu bintu ntashobora gutahura, niigihe nari nkiri muto hanyuma ayo mayerekwa akanzako. Jewe narayabona hanyumangaca mbwira abavyeyi banje ibintu vyaba bigiye kuba. Bo biyumvira ngo nabanacanganyikiwe. Ariko, igitangaje, vyashika nk'uko naba nabivuze.

Wombazauti: "Ivyo vyaba imbere yo guhindukirira Imana kwawe?" Ego.

"Ingabire n'imihamagaro ntivyicuzwa," ni ko Bibiliya ivuga. Wavukiye kuri iyisi kubw'intego kanaka. Kandi ntabwo…Ukwihana kwawe si kwo kuzana ingabire; ubawarazitegekanirijwe kuva kera.

Noneho, mw'urwo rugendo, kandi nkiri muto,icipfuzo canje kwari…Ntabwo nari nyuzwe mu gihugu twabamwo. Narifuza cane muburyo kanaka, kuja mu Burengero.

30 Hanyuma narabazwe, igihe naraswa, nkiri muto. Maze nikanguye, umuti wa mbereutimbisha umvuyeko, nibajije ko ndi i kuzimu, ndiko ndamanuka. Umutu utimbishawari wansinzirije. Kandi nibaza ko nari maze amasaha umunani ntikoma. Bari bafiseimpungenge z'ingene bahava bankangura. Bari bagize igikorwa gikomeye c'ukubaga,ata penisiline bakoresheje. Amaraso; amaguru hafi yompi yarashwe n'inkoho. Umuhungumuto w'umugenzi ni we yari yarekuye amasasu y'inkoho yiwe.

Hanyuma hashize amezi indwi, baca bantera uwundi muti utimbisha. Hanyuma uwomuti umpezemwo, wamengo ko mpagaze neza mu bibaya vyo mu Burengero. Umusarabamunini w'inzahabu mw'Ijuru, Ubwiza bw'Imana bukayanganira kuri wo. Jew nari mpagazeaho nk'uku.

31 Igihe uwo Muco, urya mubona kw'irya foto kw'uyu mugoroba, ivyo vyaremejwe koari Ikinyabugingo c'indengakamere, n'ubuhinga bw'ubushakashatsi; kuri jewe, niwa Muco nyene umwe wakubika Umweranda Paulo. Ni wa Muco nyene umwe warongoraabana b'Isirayeli, mw'ijoro. Mwabonye hano, uyu Mumarayika? "Yari yambayeIgicu." Murabona, Yari "Igicu ku murango." Ubu rero, wa Muco nyene.

Ku bijanye nabantu badatahura, ubwa mbere biyumviriye ko vyari ibinyoma, yukoari jewe noba naba buvyivygire gusa. Ariko Mpwemu Yera vyarashitse ku buryoibikoresho vy'ubushakashatsi binyegezwa, n'abantu bari bahari, kugira ngo bifashenk'icemezo, kandi ifoto yawo yarafotowe incuro nyinshi.

Navuze nti: "Ndabona umuntu atwikiriye n'igitutu c'urupfu," igitutu ciraburakuri bo.

32 Amayinga makeya aheze ubwo nari mu gisagara. Kandi iyo turiko turavugaubutumwa, ntimwa—ntimwategerezwa gufata amafoto, murabizi, mu gihe ubutumwaburiko buravugwa. Rero igihe…vyagenze uko nyene igihe irya yafotorwa; arikoumuntu umwe yari afise kamera. Nabwiye umukenyezi yari yicaye aho, umuntu tutarituzinanyi…Nari i—i Southern Penis. Navuze nti: "Hariho igitutu kuri uyumukenyezi." Umudamu ntari bwigere mbona kuva mbaho. "Ni ho ukiva kwa muganga; ufisekansere zibiri, imwe yose iri kuri buri bere, kandi baguhebuje. Uriko igitutucirabura c'urupfu."

Hanyuma Ikintu kanaka kibwira Mushiki wacu yari yicaye hafi, yari afise kamera iravyan'umuco, kimubwira giti: "Fotora." Ariko ntiyashaka kubikora. Kirasubira, "Fotora,"ariko aguma yifata. Hanyuma na none conger kugaruka, aca arafotora…afata ifoto.None ng'iyo, mu vy'ubushakashatsi. Iri ku kibaho c'amatangazo; igitutu ciraburakimeze nk'urukofero.

Hanyuma, igihe umugore yizera maze amasengesho agakorwa, ifoto yafashwe ubwonyene inyuma yavyo, nta cari gihari. Navuze nti: "Ca gitutu cagiye." Murabona? Uwomukenyezi ariho, kubw'ubuntu bw'Imana.

33 Murabona ico nshaka kuvuga? Nimwavuga ukuri, mushobora kuzotwengwa mu gihekanaka, mushobora kuzotahurwa nabi mu gihe kanaka. Ariko, Imana izovyemeza ivyo,ko ari ukuri, niwagumana na kwo. Murabona? Guma wumiyeko. Bishobora gufataimyaka, ariko, nko muri Aburahamu n'abandi, ariko Izokwama Ibigira ukuri.

96Igihe urya Mumarayika hariya…Kandi ndakeka yuko, usivye umugore wanje, harihoabantu hano kw'uyu mugoroba, mu myaka mirongo itatu ishize, bahagaze hafi igiheUyo amanuka. Hoba hariho umuntu mu bari mw'ikoraniro aka kanya yari ahari igihewa Mumarayika w'Uhoraho, umwe yamanuka ku ruzi ubwa mbere, imbere y'abantu? Kirizaamaboko yanyu. Ego, ehe ng'abo. Murabona? Noneho, ndabona Muka Wilson yakirijeukuboko. Ni ho yari. Umugore wanje, urya ari harya, ni ho yari. Kandi sinzibamwe muri bo bagisigaye abo ari bo, abari bahagaze kw'isesero ry'ikiyagahariya, imbere y'abantu benshi, benshi cane, bugingo nariko ndabatiza isaumunani z'umuhingamo.

Giturumbuka mu kirere casa n'umuringa, aho hari hashize amayinga imvura itagwa,ng'Uyo aba aramanutse hamwe n'ugutontoma, avuga ati: "Nk'uko YohanaUmubatizi yarungitswe kubera integuza ukuza kwa mbere kwa Kristo, urungikanyweUbutumwa kubera integuza y'Ukuza kwa kabiri kwa Kristo."

34 Abantu benshi, uhereye ku bacuruza, bo mu gisagara, bari bahagaze aho kw'iryosesero ry'ikiyaga, barambaije ico Bisobanura. Nababwiye nti: "Ntabwo vyari kubwanje.Ni ivyanyu. Jewe ndizera." Uh-huh. Aca Aragenda. Hanyuma uyo Mumarayika amazekugenda, nimba muvyibuka, Yagiye Yerekeza mu Burengero mu gihe Yari Araduga; Yaduganyehamwe hejuru y'ikiraro, hanyuma maze Aduga Yerekeza mu Burengero.

99Inyuma y'aho, nahuye n'umuhinga mu bumenyi bw'ikirere, akaba ari Umumajusi.Kandi barambwiye umurwi w'inyenyeri zakoraniye hamwe mu kirwi c'inyenyeri kanaka.

Igihe ba banyabwenge i Babuloni bazibona amaja muri Palestina, inyenyeri zitatuzahuriye hamwe, muramaze kunyumva ndabivugako, kenshi, mbega murazi ko vyemejwe,mur'aya mayinga aheruka yuko ari ukuri?

35 Mwene Data Sothmann, urafise ng'aho cakinyamakuru uyu mugoroba, aho uri hose? Biri mu mur'ico kinyamakuru, ku ruhanderw'amakuru yo kuw'Iyinga, co kw'itariki icenda Kigarama, aho umumenyeshamakuruyagiye hariya, baracukura ivyo bintu vyose. Kandi mu vy'ukuri tubayeho ubu, vyemejwe,ko turi…Uyu mwaka uza ni 1970. Imyaka indwi iri hanze y'igihe, babibonye kumabuye yacukuwe, vyerekana ko igihe tugenderako atari co. Hararengeranye kurutauko muvyibaza. Sinabonye Mwene Data Fred, ukuntu kanaka. Mwene Data Sothmann,uri hano? Urafise ng'aho ca kinyamakuru, ga Mwene Data Sothmann? Uragifise. Arafiseico kinyamakuru. Kumbure ejo ku mugoroba nzokibasomera. Uyu mugoroba nta mwanyadufise. Rero, murashobora kubona.

36 Kandi, nimurabe, neza na neza. Abo Bamajusi, Abayuda b'Abamajusi bari hiyoruguru i Babiloni, bari kwiga ivy'inyenyeri, babona izo nyenyeri zigiye mu kirwi.Bamaze kubibona, baciye bamenya ko Mesiya Yari kw'isi. Nuko baba baraje,binjira muri Yerusalemu, baririmba. Urugendo rw'imyaka ibiri! "Ari hehe Umwamiw'Abayuda aherutse kuvuka?" Bagenda baduga bamanuka mu mabarabara. Kandi, erega,Abis-…

Abisirayelibarabatwenze, "Ehe uyu murwi w'abanyakaguma!" Nta na kimwe bari bigezebabimenyako, ariko Mesiya Yari kw'isi. Noneho murazi ivy'iyo nkuru, ivyobavuze.

Rero,ivyo tuzobisoma, ejo ku mugoroba.

37 Kano kanya, tuze kuri ibi, yuko ayo mayerekwa adahusha, kuko ava ku Mana. Kandimu rugendo rwose, hamye hariho Ikintu kinkwega, kinkwega.

Hanyuma, aho uwo Mumajusi ambwiriye ibi bintu, nkiri muto, umurinzi w'amashambacimeza; canke nibaza ko hari imbere y'aho, ku vyerekeye ibi bintu. Kandi vyaranteyeubwoba, kuko naratinya ico Abamajusi bari. Ariko munyuma naje gusanga Abamajusibo muri Bibiliya bari bafise ukuri, kuko Imana ibitangaza mw'ijuru imbere yukoibitangaza kw'isi, nimwitegereze iyo mibiri yo mw'ijuru.

Petero yavuze ati: "Imana ntawe irobanura ku butoni, mu mahanga yose." Ubu,ariko abayubaha, mu mahanga yose, Imana irabemera. [Agace katavuga kuribande—Umw.]

38 Hanyuma dusanga, ico gihe, naragerageje kwibagira ico ciyumviro. Ariko, yewe, vyofataamasaha, kuvyinjiramwo, ukuntu ivyo vyaguma bijana iyo nzira ubudahengeshanya, bijanaiyo nzira. Ariko narabitinya.

Uyu Mumajusi yambwiye ati: "Ntuzokwigera uroranirwa mu Buseruko." Yavuze ati:"Wavukiye musi y'ikimenyetso." Ati: "Wewe…Ico kimenyetso, uwo murwi w'inyenyeri,igihe zahurira hamwe, hariya, umunsi

wavukiyeko, zari zenena amaja mu Burengero.Kandi utegerezwa kuja mu Burengero. ”

Ndamubwiranti: "Bikure mu mutwe."

Nta na kimwe na—nashaka kubikorako. Kandi ahohose, n'ubwo nyene, vyagumye bidashaka kumva ku mutima.

39 Hanyuma, igihe nari hariya ruguru iryojoro, ku vyerekeye aya mayerekwa, sinshobora gutahura, Bene Data banjeb'Ababatiste bambwiye vyari ivya wa Murwanizi, hanyuma wa Mumarayika igihe yambonekera,Yaciye abitumbereza mu Vyanditswe, maze aravuga ati: "Nk'uko vyari biri icogihe!"

Igihe abaherezi bari bafise ivyo bariko baraharirako, batazi ubwoko bw'amakanzuyo kwambara, impuzu n'ibindi vyose, bongera baharira ku vyabatandukanya vyabo,Abamajusi bobo bariko bakurikira inyenyeri ibajanye kuri Kristo.

Igihe abavugabutumwa bavuga ko Yesu yari umuswaganyi, Beyezebuli, idayimoni yo yarahagurukaikavuga iti: "Turazi Uwo Uri We, Uwera w'Imana. Kuki Uje kutubabaza imberey'igihe?"

40 Igihe Paulo na Sila bamanuka, bigisha Ubutumwa Bwiza, umupfumu muto yicayekw'ibarabara… Abavugabutumwa bo muri ico gihugu bavuga bati: "Aba bantu ni abaswaganyi.Basenya amashengero yacu, n'ibindi, babuza amahoro isi, n'ubuswaganyi."

Ariko habaye iki? Uwo Majusi muto, uwo mupfumu muto, yavuze ati: "Aba ni abantub'Imana, batubwira inzira y'Ubugingo." Hanyuma Paulo akankamira iyo mpwemu yarimuri we. Ntabwo yari akeneye ubufasha ubwo ari bwo bwose bwo gushingira intaheuwo yari we.

Yesu yahora abazivya ngo baceceke. Ariko bishakakwerekana ko, rimwe na rimwe, abadayimoni bazi vyinshi ku bintu vy'Imana kurutaabavugabutumwa; bahinduka ababoshwe rwose n'ivyiyumviro vy'amadini. Ni ko vyaribimeze muri Bibiliya, kandi Imana ntihinduka.

41 Umunsi umwe, ndiko ndamanuka, hashizeimyaka itanu, nari mvuye kwa Mwene Data Norman, nari ntwaye imodoka ndimw'ibarabara. Kandi nari nagizeyo igikorane, Umwami Imana yambonekeye mw'iyerekwa.Rero nari nicaye imbere y'irembo ryanje, hano haruguru iwanje. Kandi vyasank'aho ikirere cari kibi.

Benshi muri mwebwe muza guca mwibuka iryo yerekwa. Riranditswe mu gitabu canje amayerekwa.Ndayandika ahantu kugira ngo menye neza ko ntayibagira.

Rero muri iryo yerekwa nabonye, hariho ikintu cari caciye mw'ibarabara, hanyumambona ku mbuga iwanje harunze amabuye. Kandi ibintu vyari bisibanganije, mw'ibarabara,kandi ibiti vyari vyaciwe ibindi vyaranduwe. Narakase kugira ngo ninjire mw'irembo,ryari ryazibiwe rwose n'ayo mabuye. Ndasohoka, mbaza uwo mugabo nti: "Kuberaiki ibi?"

Aca arashavura cane, ansunurira inyuma, avugaati: "Kandi ni ko mumeze mwebwe abavugabutumwa!"

Ndavuga nti: "Nari mbaye bukubaze gusa nti: 'Kuki muriko mukora ibi?' Muriko—murikomurarengera mwinjira iwanje ku ruhande rw'ibarabara, ng'aha. Kuki mwakoze ibi?"Yahatswe kunkubita ikofe, ansunurira inyuma.

42 Ndiyumvira nti: "Ngiye kumubwira ko atazi ivyo ariko aravuga."

Maze Ijwi rimwe rirambwira riti: "Ntukore ivyo. Uri umukozi w'Imana."

Nanjenti: "Vyiza cane."

Ndahindukira, maze, i buryo bwanje, nicaye imbere y'irembo, hariho ikizuc'umukogote cashaje. Murazi ico ari co, ikizu gitwikiriye, cahora gikwegwan'amafarasi. I ruhande y'ahaba hari umushoferi hari hicaye umugore wanje. Ndavyeinyuma, abana banje ni ho bari bicaye. Nurira mur'ico kizu c'umukogote. Mbwiraumugore wanje nti: "Mukundwa, nihanganiye ivyo nshoboye kwihanganira vyose." Ncamfashe imigozi bakwegesha ifarasi ikwega, ntangura kwerekeza mu Burengero.

Maze Ijwi rirambwira riti: "Ibi nivyashika, uzoce uja mu Burengero."

43 Mwene Data Wood, uwiyemeje ibikorwa hano mw'ishengero ryacu, hamwen'umuzezwa-bintu. Ni bangahe bibuka iryo yerekwa ubu, muribuka igihe ndaribabwira?Koko. Ryanditswe ku mpapuro. Kandi nabwiye Mwene Data Wood…Yaguriye ishengero, kiryakibanza kiri harya hagati. Rero yari agiye kwubaka inzu y'amabuye. Navuze nti:"Ntubikore, Mwene Data Wood, kuko batazigera baguha amafaranga uzobawayubatsemwo. Birashoboka, kumbure…" Haraheze imyaka, haheze imyaka itanu.Navuze nti: "Kumbure bagiye gucisha ikiraro, kandi arya mabuye kumbure niumushinge w'inzu yanje bari basambuye, hamwe n'intambuko zanje n'ibindi, vyar'aho."Aho kuba amabuye, vyari ibirokosima. "Hanyuma noneho

bagiye gushira ivyo aha,kubera ko bavuze mu kinyamakuru yuko ari vyo bariko baragerageza gukora." Emwe,ntiyabaye akiyubaka. Amaherezo barafashe ingingo, nk'inyuma y'umwaka umwe, cankeibiri, bari bagiye kugicisha ng'aha kw'uru ruhande. Ivyo rero vyari bikemutse,nuko ndavyibagira gusa, ndavyihoza.

44 Noneho, haba ikintu gitangaje hashize umwaka. Nariko nkoresha igikorane ijororimwe hiyo epfo kwa Mwene Data Junior Jackson. Yicaye hano, umukozi w'Imana w'Umumetodisteyaronse Mpwemu Yera, akabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, none ariko asukurirarimwe mu mashengero mavukanyi yacu.

Ni kugira ngo ndabereke gusa uko Imana ikorana n'abantu, ibi ndabivuze bivuyeku mutima wanje. Nta shengero na rimwe nzi mw'isi yose, ikoraniro ry'ahantu nahamwe, aho nizera ko Mpwemu w'Imana ari, kuruta muri iri shengero. Barafise ivyobatandukaniyeko. Ntibazi neza ko bagezeaho bātegérezwa kuba, nta n'umwe muri twebwe, ariko bari baregeranye kurutauwundi wese noba nzi.

Ndazakubibereka, nzi ivyari bigiye gushika.

45 Mwene Data Jackson yararose indoto. Vyaranse kw'avyikuramwo; nari mvuye kw'ishengeroiwe, na we ntiyashobora kuvyihanganira.

Haheze igihe kingana gute, Mwene Data Jackson? [Mwene Data Jackson avuze ati: "Iryandoto nayirose muri Ruhuhuma mu 1961, Mwene Data Branham."—Umw.] Ruhuhuma 1961,ni ho yarota iyo ndoto.

Yarantumbereye, arambwira ati: "Hari ikintu kiri ku mutima wanje. Ntegerezwa kukikubwira,Mwene Data Branham."

Ndamubwiranti: "Jako, Mwene Data Jackson."

Na we ati: "Narose indoto." Ng'iyo rero! Naritekaniye gusa, ndatega amatwinongera nditegereza. Yavuze ati: "Narose mbona hariho umusozi munini cane, nko mumurima, hari ivyatsi bitoto canke ikintu nk'ico." Abandanya ati: "Hejuru kw'uyomusozi, aho inkukura yari yarakubuye ivu, hariho igitandara co hejuru, hejuru y'umusozi,nk'agasongero nk'umusozi. Cari igitandara; nta vyatsi cariko. Kandi aho amazi yariyaraharuye, hari haharangatuweko ubwoko bumwe bw'inyandiko kuri ayo mabuye. Nawewari uhagaze aho, usobanura izo nyandiko zari kuri ayo mabuye. " Arakomeza ati:"Twese," kandi ehe ukuntu yabivuze, ati: "Bene Data baturutsemuri Georgia, n'abavuye hirya no hino, twese twari duhagaze hamwe, tukwumvirizausobanura izo nyandiko z'amabanga zari kuri ayo mabuye, uwo musozi."

46 Hanyuma avuga ati: "Noneho uhitana ikintu kanaka, nko mu kirere, ikintu kanaka kimezenk'umutarimbo, canke—canke irato."Si uko ga Mwene Data? Abandanya ati: "Ikintu nk'ico, umutarimbo, ukarishe vyanyavyo." Avuga ati: "Ivyo, sinzi ukuntu wabikoze." Avuga ati: "Waciyeukubita agasongero k'uwo musozi, urakomorora, ukurako uruhande rwo hejuru rwawo.Vyari bimeze nk'umusonge. Rero womoroye agasongero kawo." Noneho, ivyo vyabaye amezi,amezi n'amezi imbere yuko ubutumwa buvuga ivy'umusonge bwigishwa. Abandanyaati: "Musi hariyo akabuye kera derere. Hanyuma uca uvuga uti: 'Izuba, cankeumuco, ntiwari bwigere urasira kuri Ibi imbere y'aha. Ibi nimuvyitegereze. NimuvyihwezeIbi.'"

Kandi ivyo ni vyo, kuko, mu kuremwa kw'isi, isi yaremewe imbere yuko umucoubaho. Ivyo twese turabizi. Imana yatambatamba hejuru y'amazi. Kandi—kandi hanyuma,mu ntango, Yavuze umuco. Kandi, mu bisanzwe, epfo musi, mu gihe ukwo kuremwakwaba, umuco ntiwigeze urasira kuri iryo buye.

47 Hanyuma avuga ati: "'Raba Ibi. Umuco ntiwari bwigere ubirasirako imbere y'aha.'"Bose bahaguruka, ndababwira ngo bitegereze Ivyo, maze bose baza kuraba.

Ariko avuga ngo, mu gihe bariko bararaba, arakebuka ahindukiza ijisho, nibaza koari vyo, maze arandaba. Naciye nyereka mva kw'urwo ruhande, ntangura kwerekezamu Burengero, nerekeza ku kirengazuba; nduga umusozi, manuka uwundi; ndugaumusozi, manuka uwundi; nguma ndenga nongera ndenga, gushik'aho ngera aho atariakibasha kumbona.

Kandi mw'ico gihe yavuze ko igihe nakoraivyo, yavuze ati: "Noneho Bene Data barahindukira, inyuma y'akanya, barabazabati: 'Yakamanganye? Yagiye he?'" Avuga ati: "Bamwe baciye bajana iyi nzira; abandiiyi nzira, abandi abandi iyi nzira." Ariko, bake cane barahagumye bitegereza ivyonari nababwiye.

Ubu rero murabe insobanuro y'iyo ndoto. Iyo, nta na kimwe nigeze ndayimubwirako,canke ngo ndayibwire n'umwe muri bo. Ariko, naravuze nti: "Ego." Hanyumaumutima wanje uhinda agashitsi. Nariko nditegereza. Ubu rero, izo nyandikoz'amabanga…Hinge, ndaza kubireka mu kanya.

48 Ntabwo hashize igihe kinini, Mwene Data Beeler… Mwene Data Beeler asanzwe arikumwe natwe. Ni ho uri, ga Mwene Data Beeler? Ego, ng'uriya hariya inyuma.Billy yambwiye ati: "Mwene Data Beeler yaherewe. Yarose indoto itangaje."

Naragiye kwa Mwene Data Beeler, arambwira, twicaye iwe n'ijoro, mu gihe narikondatemberera

abantu. Maze arambwira ati: "Mwene Data Branham, narose indoto itangaje."Yavuze ati: "Narose mbona ndiko manukana mu ruzi nerekeza mu Burengero. Hanyumahariho inzira ku ruhande rw'i bumoso. Rero nanje nari kw'urwo ruhande rw'i bumoso,nerekeza mu Burengero njanye iyo nzira, bisa nk'aho nariko ndarondera inka. Hanyumaku ruhande rw'i buryo, nagiye mbona inyuma yo kumanuka ngashikayo, ni ho wari.Kandi uregeranya amasho menshi y'inka, kandi aho hariho ubwatsi bwinshi." Abandanyaati: "Noneho waciye ufata izo nka hanyuma utangura kuzishorera udugana kw'urworuzi." Kandi, bisa nk'aho, nshobora kuba naramugiriye ikimenyetso c'umutwe ngo arabe izonka. Abandanya ati: "Noneho, bizorohera izo nka, ndazi ko ziza kujana inzira itagoye.Ariko Mwene Data Branham ashaka ko ziguma ku ruhande rw'i buryo bw'urwo ruzi,birtyo ngomba ndugane iyi nzira maze ndazibuze ntizijabuke uruzi ngo zije kuruhande rwo hakurya, gurtyo ndazigumize kw'uru ruhande." Ariko aravye, abonasinigeze nkurikira izo nka, ahubwo mbandanya nerekeza mu Burengero. Yavuze ati:"Ashobora kuba ariko ararondera ibitungwa vyatakaye."

49 Ataranaheza kunyiganira iyo ndoto, nari namaze kuyibona. Hanyuma, murabe,yavuze ko yabaye nk'uwucanganyikiwegato ku binyerekeye, nuko asubira kwitegereza. Avuga ko nashitse ku musoziukomeye, hanyuma bukwi na bukwi nca ndakamangana. Yaribajije ikibazo kibaye icoari co. Yaramanutse. Hanyuma, hariho uruzi ruto ku ruhande rwiwe, rwakata rujai bumoso. Nibaza ko ari vo, Mwene Data Beeler. Ego. Yabonye ari…Hanyuma kuruhande rwanje hari imanga iteye ubwoba. Maze we yibaza ko nari guhava nkorokeramuri iyo manga hanyuma—hanyuma ngahwera. Hanyuma aravye, avuga ko yaravye hiryano hino, abona inguvu ayo mazi yatembana mw'iyo manga, yakoroka gurtya hanyumaagaca atuma haba amazi y'imbizi, ariko ayo mazi ntiyasubira mu butaka.Yitegereje ku rundi ruhande rw'umugende muto w'amazi, abona ibikoko bitobito bifiseamatwi manini. Avuga ati: "Nibaza ko nofata kimwe." Arajabuka.

50 Hanyuma atangura kunyiyumvirako. Hanyumaarahaguruka afata amadarubini,kugira ngo arabe hakurya nimba ata kayira gatoya noba najanye, murabizi. Ariko,yagize ati: "Nta na kimwe cari gihari." Atangura kugira impungenge. Atangurakwibaza ati: "Ni ibiki vyashikiye Mwene Data wacu? Je ndiko ndibaza ivyashikiyeMwene Data Branham?" Amaze kugira ubwoba, avuga ko yanyumvise mvuga. Kandi narimpagaze hejuru y'umusozi. Kandi narabwiye Mwene Data Beeler insobanuro y'indotonari namuhaye kera, ndamubwira kurorera Umwami, ko umunsi umwe tuzohurira kw'izinga.None ni ho yari.

Ubu rero, ng'iyi insobanuro y'iyo ndoto: Kubera ko uwo mugende wari munini,wari Umugende w'Ubugingo. Nari ndawujanye nerekeza mu Burengero, kandi na wenyene ni uko; kuko, yari mu nzira, ariko aranyaruka bukebuke…mw'iyo nzira. Hanyumaku rundi ruhande hari ubwatsi bwinshi, ariko imigunguma myinshi, amahwa,n'ishamba; ariko hariho ubwatsi bwinshi. Kandi ukwo ni ko turondera Umwami, hamwen'Imfungurwa z'Umwami, mu ngorane. Kwegeranya inka, ryari iri shengero, kuzigumizakuri rurya ruhande. Mu bisanzwe inka zijana inzira yoroshe, amadini, iyozibishoboye; iyo nzira yagereranya amadini. Naramusubije inyuma ku nzira,kugira ngo arabe ntizihave zija mw'idini na rimwe.

Kubera ko yabonye urukuta bitari gukunda ko hagira uworusimba, rwambuza kuja muBurengero, rwari rwa rubanza rw'amakori na reta. Nta n'umwe yokwigera ashobora gutahuraukuntu nagiye kubivamwo. Rwari urukuta rwanzibira, ariko Umwamiyarabindenganijemwo, kandi nari hakurya yavyo. Tuzohirira Mwene Data Beeler, kuririrya zinga.

51 Rero ubu, hanyuma, ubwo nyene inyuma y'ivyo, Mwene Data Roy Roberson. MweneData Roy, uri hano uyu mugoroba? Ego, ndi—ndibaza…Ni iki? [Mwene Data umwe avuzeati: "Ari hariya kwa rurya ruhande."—Umw.] Kwa rurya ruhande. Yarampamagaye, kandiyari yarose indoto. Na we yarose turiko turegeranya inka. (Ubu rero, iyo ni iyagatatu.) Twegeranya inka. Hanyuma aho hariho ubwatsi, ubwatsi bwazigera mu nda,imfungurwa nyinshi. Bene Data twese twari kumwe. Tugeze aho twari tugiyegufungurira, maze Mwene Data Fred Sothmann arahaguruka, avuga ati: "Eliya, wamuvugishwa ahambaye, araza kuvugira hano uyu munsi, ku mutaga." Noneho ubwotwese tumaze guheza gufungura, abantu bose baca baragenda, yibaza impamvu batarorereyengo bumve Ivyagira bivugwe.

52 Ubu rero murabona ukuntu bihuye neza na neza n'ivya Mwene Data Jackson! Murabona,birahuye neza cane, ivyo Mwene Data Beeler yavuze! Nta n'umwe yarorereye,kugira ngo abimenye.

Nimurabe, ubwo nyene inyuma y'ivyo, Mushiki wacu Collins (Ni h'uri, ga Mushiki wacuCollins?) Yarose indoto abona ari hano ku rusengero, kandi hariho ubukwe bwagirabuhabere. Amaze kuba ar'aho, abona Umukwe arinjiye, atunganye; ariko Umugenintabwo yari atunganye cane, yamara ni we yari Umugeni; ubu rero, iryo ni Ishengero.Hanyuma hariho igisa n'isangira, canke i—igikorwa cariko kibera hano, nk'amazimanoyariko arategurwa. Kandi bisa n'ivyamukanze gato kubera Mwene Data Neville yarikoatangira indya mu rusengero, ariko avuga ko zari Imfungurwa nziza atari bwigereabona. Yari ashonje cane. Ariko yiyumviriye kumbure ko, mw'iyo ndoto, ko atategerezwakuzifungura, maze we na Mwene Data Willard bakagenda gufungurira kuri RanchHouse. Ivyo babikoze, Umuco wo ku ruhande rw'i buryo uca urazima. Ubu, ivyomurazi Ivyo ari vyo.

Ubu rero, izo Mfungurwa. Umugeni ntabwo atunganye, ariko Umukwe aratunganye.Umugeni ntaratungana, ariko izo Mfungurwa zariko ziratangwa ntizari imfungurwazisanzwe, ni izi Mfungurwa zo mu

buryo bwa mpwemu mwaronse iyi myaka yose.

Rekampagarare hano iyi ndoto ya kane, akanya gato.

53 Mbega Mwene Data Fred Sothmann, Mwene Data Banks Wood, ntimwibuka igihe twagendamuri Arizona mu mwaka uheze, igihe twari guhiga ingurube zo mw'ishamba, hanyumaUmwami akavuga? Mbega ntimuzi ibintu Yakoze mu buryo butunganye, Yerekana ivyaribigiye kuba, igihe twariko tujana ya nzira? Nimba ari vyo, mwebwe Bene Datababiri nimuvuge "Amen." [Abo Bene Data bompi bavuze bati: "Amen."—Umw.] Ivyontivyigera bihusha.

Nabonye mw'iyerekwa mu gihe twari mu modoka, umunsi umwe, i—iyerekwa ry'Umwamiryaranjeko, nariko nditegura, ico gihe, ngarutse muhira, ngiye kuja mu mahanga.Maze kuja mu mahanga, erega, nabonye ku bwato…nako ku ruhande rw'ikiyaga, ahoamato aca. Maze aho hariho umugabo muto, mugufi, avuga ati: "Naguteguriyeubwato, Mwene Data Branham." Kari akantu kareha nka—nka santimetero mirongoitatu, ariko kari kera nk'urubura. Arambwira ati: "Ubu ni ubwawe bwokujabukiramwo."

Ndamubwiranti: "Ôo, ni—ni—ni gato cane."

Avuga ati: "Kagendera ku birometeromirongo itandatu kw'isaha, kaduga-kamanuka mw'ubu buryo." Aho ni, uduga-umanukakw'iyo nkombe y'ikiyaga.

Ndavuganti: "Ariko, ntikonjabukana."

Hanyuma arunama, avuga ati: "Genda nk'uko na bo bagiye." Nitegereje,mbona Mwene Data Fred Sothmann na Mwene Data Banks Wood, bicaye mu bwato busa n'urwatsirutoto, hamwe n'ibikoresho vyo gushika amahema inyuma. Mwene Data Banks yariyambaye inkofero ikunje gurtya; MweneData Fred iyiwe izinzu gurtya. Arambwiraati: "Genda nkabo."

Ndavuga nti: "Oya. Btavyo nkora. "

Uyo mugabo arababwira, wa mugabo mugufi ati:"Abadereva b'amato?"

MweneData Banks ati: "Ego." Mwene Data Fred na we ati "Ego."

Ariko ndavuga nti: "Ntabwo ari vyo. Ni jewe ndi umudereva w'ubwato, kandindazi ko ntogenda n'ubwo, kandi ndazi neza ko ntogenda gurtyo."

Arambazaati: "Ntujana na bo?"

Ndamwishuranti: "Oya. Oya."

Nuko, ndahindukira. Maze guhindukira, wamugabo mugufi yar'aho nsanga ni Mwene Data wanje mwiza, Mwene Data Arganbright.

54 Nongeye gusubira muri iryo yerekwa, mbona inyubako nto, ndende. Hanyuma Ijwirirambwira…Kandi mwese ibi muravyibuka, canke, benshi muri mwebwe. Ijwiryambwiye riti: "Injiza Imfungurwa. Zishingure. Ubwo ni bwo buryo bwonyene bwokuzishingura hano, ni kubaha Imfungurwa." Hanyuma ndazinjiza, nari nazanyeingunguru zinini-zinini zuzuye amakaroti meza-meza n'imboga nziza-nziza, n'ibindinoba narigeze kubona. Ubu muraryibutse iryo yerekwa?

Aho, munyuma narababwiye ico vyasobanura. Vyari vyitezwe ko nja i Zurich, muBusuwisi, hamwe na Mwene Data Arganbright, gukoresha ibikorane bitanu vyo kumugoroba. Nabwiye Bene Data imbere yuko biba, nti: "Sinzojayo." Kandi nari hariyaepfo ndi kumwe na Mwene Data Welch Evans hiy'epfo, igihe natanga insobanuro.

55 Umugoroba umwe, nibaza ko Mwene Data Welch ari we yaje kumpitana, twari tugiyemu rugendo rwo kuroba, ambwira ko Mwene Data Arganbright yariko arandondera.Navuze nti: "Neza cane, ng'ibi rero. Bagiye kunkuramwo." Kandi kenshi…

Ntabwo vyaciye kuri Mwene Data Miner; ni umwe mu bagenzi banje beza. Arikorimwe na rimwe, iyo bashoboye gusa…Iyo biyumviriye ko uba ugiye kwigisha ikintukanaka kinyuranye n'inyigisho zabo, bavuga gusa ko uzohaba, kugira ngo abagenzibawe bahaze. Rero bavuze…

Mwene Data Arganbright yarampamagaye, arambwira ati: "Mwene Data Branham," bimwenyene Mpwemu yavuga. Ambwira ati: "Ngwino, uzane n'umugore wawe,"ati: "kuko ntibashaka yuko uzokwigisha cane," ati "kuko nibaza yuko bazoguhaumugoroba umwe gusa." Avuga ati: "Ushobora kutazovuga ubutumwa n'uwo mugoroba."

Nanjenti: "Oya."

Avuga ati: "Ni vyiza, ngwino, wewe n'umugore wawe, mwese muze, turabe, nimwaza,nzokujana gutembera. Ôo, umugore wanje, umugore wawe, kandi bose, tuzodugana muBusuwisi, duce muri

Palestina. "

Ndavuga nti: "Oya."

Nari mfise insobanuro. Nabwiye Mwene Data Welch, nako Mwene Data Fred hamwe nabo nti: "Nzobabwira mu gitondo, ariko umugore ategerezwa kubanza kugiraico avuze." Igihe namuhamagara, yaranse kugenda. Ndavuga nti: "Ng'ibi rero." Murabona?

56 Noneho, ubwo bwato buto, bwera cari ico gikorane kimwe. Ni vyiza kuja ahantuhose hano, ku nkengera y'ikiyaga, hamwe n'igikorane kimwe, ariko ntibihagije,nubwo vyari umweru kandi ari vyiza, kumpamagara hakurya y'amazi.

Mwene Data Fred, n'uyo Mwene Data, berekanywe mw'iryo yerekwa, bagereranya ngo:"Genda nka mukerarugendo, winezereze." Ariko sinitayeho gukora ivyo. Hanyumakwanka ko ari abadereva b'ubwato, bisobanura ko batari abavugabutumwa. Ariko, nijewe nari umuvugabutumwa.

Hanyuma Imfungurwa muri iyo nyubako nto, ndende. Ntabwo nabaye nkija mumahanga; naciye mpindukira muri iyo nyubako nto, maze dukora amabande mirongo, kumisonge n'ibindi vyose, kugira ngo twereke abantu isaha tubayemwo.

Noneho gereranya riyo hamwe n'izo zindi ndoto. Iri ryari iyerekwa. Imfungurwa, niizi. Ni aha hantu.

57 Ubu rero nimurabe ivyashitse. Noneho ubwo nyene inyuma y'aho iryo yerekwa ryakane rimariye kuza, nako iyo ndoto ya kane maze kuyibwirwa, haza Mwene DataParnell. Ari hano, ahantu kanaka, hano nyene. Kandi Billy ntiyari ng'aha, kandiuwo mugabo yari afise ubwoba. Akomoka muri Bloomington, ndibaza, canke Bedford?[Mwene Data umwe avuze ati: "Lafayette."—Umw.] Lafayette, yariko arakoreshaibikorane. Rero, amanuka kwa Mwene Data Wood. Nuko aravuga ati: "Ibi sinshoborakuvyigumizamwo. Ngomba kubivuga, ntegerezwa kubibwira Mwene Data Branham. Birikobirambuza amahoro."

Kandi Imana irabizi, nta ndoto n'imwe hagati yazo. Zaje gusa zikurikirana, imwe,zibiri, zitatu, zine, zitanu, zitandatu.

58 Mwene Data Parnell yavuze ati: "Narose indoto itangaje. Narose nari ngiyekugira igikorane aha haruguru. Hanyuma mu buryo kanaka, hariho igikorane ng'ahoahantu hameze nko mu rusengero rushasaha." Avuga ati: "Iryo shengero rishasha,"abahinjirira, yibajije impamvu badakorana hagati yabo bompi, canke ikindi kintumuri ubwo buryo. Avuga ko yari ahagaze hano, arindiriye, yibwira ati: "Emwe, namazekugera hano. Ndarindira gusa, kandi ndaza gukurikirana igikorane." Avuga ati: "Hazaumugabo umwe mur'iyo nyubako, yambaye ikoti yijimye, afise n'igitabu. Nibaza koyariko arandika." Abwira Mwene Data Parnell, ati: "'Iki ni igikorane si icabose. Ni ic'abadiyakoni gusa n'abazezwa-bintu.'" Emwe, yunvise asa n'uwubabaye gato. Reroaca asohokana ku muryango w'iryo shengero rishasha, iryo shengero ryariryarubatswe, canke iryo rindi ryarasubiwemwo, rigasanurwa. Amaze gusohoka, harikohagwa urubura, ikirere cari kimeze nabi, hari mu rushana.

Kandinta n'umwe muri abo bantu yari azi ivyariko biraba.

59 Amaze gusohokana mu muryango, nari mpagaze aho, ndaba mu Burengero. Ndavuganti: "Reka kwumva bigutsitaje, Mwene Data Parnell. Ndakuyobora, ndakwereke icoukwiye gukora."

Kandi Mwene Data Parnell, 'nabandi bose basigaye, bari bazi ko ntari nigeze ndababwirainsobanuro. Ni ubu nyene; n'ubwo nabonye izo ndoto igihe bariko barazinyiganira.Warabonye uburyo naciye ngenda vyihuta, ga Mwene Data Parnell? Kugira ngo nirindekugira ico ndabikubwirako. Na ho nyene naciye nidugira, ntabwo nigeze ngira icombwira Mwene Data Wood canke uwundi muntu n'umwe. Narabiretse gusa, kubera konashaka kubona aho bigana. Ubushize mwaranyumvise mvuga ngo: "Ndahangayitse"? Vyariivyo.

Hanyuma, Mwene Data Parnell, avuga ko namubwiye nti: "Mwene Data Parnell, tangura.Kandi ahantu ha mbere uzoshika ni Sefora." Sefora, "Sefora," bisobanura ikibanza c'iteraniro, cankeaho kugarukira, canke ikintu nk'ico. Navuze nti: "Ntuhagume. Bandanya, uzohura n'umutamakazi;no ng'aho ntuhahagarare. Bandanya ugenda, uzohura n'umutamakazi nyawe; ntuhagarareaho." Kandi ico gihe cose twarimwo, naguma mvuga, tariko tugendera mu rubura. Ndavuganti: "Genda kugeza ubonye Umugore wanje. Kandi nubona Umugore wanje, uce uhagararaaho!" Avuga ko yaravye, abona twavuye mu rubura, mu bugaragwa. Jewe nanje narinakamanganye. Hanyuma asubije amaso inyuma, abona umugore wiwe ariko aravomaamazi mw'iriba, hanyuma umukozi w'Imana umwe yariko aramukwega, kugira ngoamukure kuri iyo pompe. Yariko aramwitegereza. Aca arikangura.

60 Ng'iyi insobanuro y'indoto yawe. Kandi nari kuba narashoboye kuyikubwira, uryamugoroba, ariko naciye nigendera. Kubera ko Sefora, n'uwo mutamakazi, n'uyo wundimutamakazi ashaje cane, vya nyavyo, ayo ni amashengero. Murabona? Kandi Seforayari mu vy'ukuri u—umugore wa Mose, Sefora,

kandi turabona ko namusavye kutagarukirakuri bo, n'ubwo bari bashaje gute. Bari amadini. Ntugarukire kuri bo. Babayehoigihe cabo. Ariko ageze ku Mugore wanje, ari ryo Shengero ryanje iryo YesuKristo yantumyeko, aho ni mu gihe c'iherezo, kandi ng'ibi: "Hagarara aho!" Narinagiye mu Burengero.

61 Hanyuma Mushiki wacu Steffy. Ashobora kuba atari hano, kuko yahora mu bitaro. Sinziaho…Ese Mushiki wacu Ste-…? Ego, ni h'ari. Mushiki wacu Steffy yaje muhiraiwanje ngw'asengerwe, imbere yuko aja ku bitaro kubagwa, ngo Imana ize kumufashakandi imuhezagire. Kandi mu vy'ukuri Yarabikoze.

Nawe yambwiye ati: "Narose indoto itangaje, Mwene Data Branham."

Nanjenti: "Sabwe?"

Na we ati: "Narose ndi hiyo mu Burengero. Nanje…"Iyo ni iya gatandatu. Aravuga ati: "Narose ndi hiyo mu Burengero, ndi ahantuhahanamye. Maze nditegereza, mbona ku musozi, hahagaze umutama ashaje cane w'ubwanwaburebure, bwera, umushatsi wari warakuze ugera mu maso. Kandi yari akenyeyeikintu cera kimeze nk'impuzu." Avuga ati: "Umuyaga ariko urayihuha."Nibaza kw'ari ivyo, Mushiki wacu Steffy, nk'uku. Abandanya ati: "Nakomeje kwitegerezaneza. Yari ahagaze, hejuru y'umusozi, araba mu Buseruko." Avuga ati: "Naribajijenti: 'Uyu mutama ni nde?'" Agendayegera, arushiriza kwegera. Ageze hafi, aca aramenya uwo yari we. Yari umweEliya adapfa, umuvugishwa, yari ahagaze aho araba mu Buseruko.

62 Avuga ati: "Ntegerezwa kumubona." Yari afise ikimubakiye. Yiruka aduga uwo musozi,yikubita imbere yiwe, kugira ngo avugane na we mw'izina rya Eliya. Avuga, igiheyavuga…Yumvise ijwi rivuga riti: "Ushaka iki, Mushiki wacu Steffy?" Kandiyari jewe.

Indoto yawe yashikiye aho nyene, Mushiki wacu Steffy. Kubera ko, ubwo nyene inyumay'ivyo, naciye nja i Louisville. Ico yari akeneye yari amasengesho. Murabona? Kandivyagenze neza, ku bitaro; hanyuma ikimenyetso canje ngiye mu Burengero, ndabamu Buseruko, gucunga ubusho bwanje. Nimurabe. Igihe…

Naragiye i Louisville. Ngarutse, ntanguye kwinjira mw'irembo, mbona imambozishinze hafi y'irembo ryanje. Nyakwubahwa Goynes, mo kur'iri barabara, yarikoaraduga mw'ibarabara. Ambwira ati: "Billy, ngwino hano." Ambwira ati: "Utegerezwakwimura amarembo yawe n'ibindi, uruzitiro, uruzitiro rw'amabuye n'amarembo."

Nanje nti: "Emwe,ni neza, Bill." Ndavuga nti: "Nzobikora—nzobikora. Ryari?"

Amwbira ati:"Nzokubwira. Nzakumenyesha igihe." Navuze nti: "Kw'itariki ya mbere y'umwaka,bagiye gutangura ibikorwa."

Ndongera nti:"Ni vyiza."

63 Nukondinjira mu nzu, umugore wanje ati: "Ntegerezwa kuja kw'iduka y'ibiribwa."Maze nanje manukana iyo nzira. Hanyuma umuhungu, Raymond King, akaba ari na wemu injeniyeri w'igisagara. Buri gihe namye ndamwita "Matwi y'ivyondo." Kubera, tukiribato, twogera hamwe, yarigeze gutera ivyondo ku gutwi umuntu umwe. Maze umwanyawose tugaca tumuhamagara, "Matwi y'ivyondo." Tuba kw'ibarabara rimwe, nk'u—nk'umuryangougira kabiri hepfo ya Mwene Data Wood.

Ndavuganti: "Condo,ngwino hano gato."

Nawe ati: "Nta kizabo, Billy." Araza.

Ndamubaza nti: "Izi mambo washize?"

Amwbira ati: "Billy, igihari burya bagiye kuhihagira." Avuga ati: "Ibi biti vyose,uruzitiro n'ibindi vyose, bitegerezwa kwimurwa."

Ndamubwira nti: "Gusa, umu injeniyeri yambwiye ko itongo ryanje rishika hagati mw'ibarabara."

Avuga ati: "Ego, ariko bagiye kuryagura.Bazohatwara, uko vyogenda kwose." Avuga ati: "N'iwanje ni ko bimeze."

Navuze nti: "Emwe, Mwene Data Wood ni u—ni umwubatsi w'inzu z'amabuye, kandi,"ndavuga nti: "Nzo—nzomurondera arunyegereze inyuma."

Arambwira ati: "Billy, ntubikoreko. Reka umwiyemeza-bikorwa azovyikorere. Niuwihebey'Imana, si ko?"

Nanjenti: "Ego, mushingantahe."

Avuga ati: "Reka azovyikorere." Avuga ati: "Uraziico nshatse kuvuga."

Ndavuganti: "Ego."

Mpindukiye, hanyuma, bukwi na bukwi, ikintu kanaka gica kirampwikira. [MweneData Branham avugije intoke—Umw.] Naciye ntaha muhira, ninjira mu cumba canjenteguriramwo, mfata ca gitabu, mba ndabibonye. Ntivyari ibirokosima; yariamabuye. Nca mvuga nti: "Meda, itegure."

64 Indoto zitandatu zikurikirana, hanyuma iyerekwa rirabifunika. "Ivyo nibiramukabibaye, uzoce werekeza mu Burengero."

Naciye nterefona muri Tucson. Mwene Data Norman arafiseyo ikibanza. Sinzi ahongiye. Sinzi ico gukora. Ndi mu…Ndahagaze. Sinzi ico gukora. Mvuye mu nzu ntafitiyeayo kwishura ayo gupanga. Umushahara wanje ni amadolare ijana ku ndwi. Kandi ntegerekwishura hafi amadolare ijana ku kwezi y'inzu. Ndi hano hamwe na Bene Data baBashikanje nkunda, aho nkunzwe. None ngiye kugenda iyo ntazi. Sinzi impamvu.Sinshobora kukubwira impamvu. Ariko hariho ikintu kimwe gusa nzi, ni gukurikizaivyo Asavye gukora. Sinzi, sinzi inzira yo kujana, ico gukora. Ntabwo ari nakimwe mu vyanje…

Ndakeka ko Aburahamu yiyumvise artyo igihe Yamubwira ati: "Genda, hakuryay'uruzi." Ntabwo yari azi ico gukora kiretse kugerera, aritandukanya. Sinarinzi ico gukora.

65 Ku wa Gatandatu ushize mu gitondo, iyinga imwe uhereye ejo, nk'isaha icendaz'ijoro, nari mpagaze mfise amazi yo kunywa, nca ngenda mfuka ishuka Joseph, mucumba ciwe. Hanyuma ndagaruka, ndaryama. Naragiye ndaryama. Hanyuma ngiyekuryama…Ndiko ndavuga izo ndoto ntonto n'ibindi, kugira ngo mubone ivyonimirije kuvugako. Nara—narafutse Joseph, nsubira inyuma ndaryama, nja kuryama.Nca ndota indoto.

Maze ndota mbona umuntu wamengo yari dawe, n'ubwo yari umuntu muniniw'ikigatanya. Hanyuma mbona umugore wamengo ni mawe, kimwe gusa ntabwo yasa namawe. Rero uyu mugabo yariko afata nabi cane umugore wiwe. Maze yari afiseinkoni ifise impande zitatu, yakuye aho yasatuye inkwi. Kandi bigira… Murabizi,usatuye inkwi mu ngiga y'igiti, murabizi, havamwo ibisate bifise impandezitatu. Igihe cose uyo mugore atanguye guhaguruka, yaca amufata kw'izosiakamukubita ku mutwe, akamukumbagaza. Hanyuma, yararambarara aho, agakumbagaraaboroga, hanyuma agasubira gutangura kuvyuka. Urwo rugabo rwaragendagendang'aho, runezerewe, ruvyimvya igikiriza carwo, ico kigatanya. Kandi igihe uwo mugoreyaba asubiriye kuvyuka, urwo rugabo rwaca rumufata kw'izosi, rugahitana cagisate c'impande zitatu, rukakimukubita ku mutwe, rukamukubita hasi. Rugacarugendagenda ruvyimvya ca gikiriza carwo, nk'aho umengo rukoze ikintukidasanzwe.

66 Hanyuma ndanjenari mpagaze ku ruhande, ndavyitegereza. Ndiyumvira nti: "Sinshobora guhanganan'uwo mugabo. Ni ikigatanya. Hanyuma ikindi, umengo ni dawe, ariko ntabwo ari dawe."Ndongera ndibwira nti: "Nta burenganzira afise bwo gufata uyo mugore gurtyo."Nca numva ndamushavuriye. Noneho rero, giturumbuka, numva ngize ubutwaribuhagije, ndamwegera, ndamufata kw'ikolo ndamuzungurutsa. Ndamubwira nti: "Ntaburenganzira ufise bwo kumukubita." Nkimara kuvuga ivyo, imitsi ica iraranda. Ncamera nk'igihangange. Uwo mugabo abonye iyo mitsi, uwo mwanya aca arantinya. Ndahezandamubwira nti: "Ukongera kumukorako, turahuza ubwayi." Mbona aratinye gusubirakumukubita. Ako kanya nca ndikangura.

Ndaryama ahogato. Ndiyumvira nti: "Mbe ibi ni ibiki? Biratangaje ivyo ndose kw'uyo mugore."Maze mu kanya gato, ng'Uyo Aba Araje. Nca ndonka insobanuro yavyo.

67 Uyo mugore agereranyaishengero ry'isi, uyu munsi, isi yose. Navukiye muri aka kajagari nyene, kandi ehendi hano. Yagomba kubera nka—nka nyina wa…nimba yari nyina w'abamaraya, arikoyamara navukiye muri vyo. Hanyuma u…Umugabo wiwe ni amadini amuganza.Iyo nkoni y'impande zitatu yari afise, ni uwo mubatizo w'ubutatu mu mazinay'ibinyoma, uwo, igihe cose yaba atanguye guhaguruka, ishengero, kugira ngo rivyemere,yaca amukubita akamusubiza hasi. Kandi, koko kubera we yari ikigatanya, narigumije,mbanza kumutinya gato. Hanyuma, aho mariye kumwisukako, uko biri kwose, iyomitsi yari imitsi y'ukwizera. Ivyo vyatumye niyumvira nti: "Nimba Imana irikumwe nanje, kandi Igashobora kumpa imitsi, reka mpaguruke mvugire uwo mugore.'Hagarika kumukubita!'"

68 Hategerezwa kubahari isaha zine z'igitondo, igihe umugore wanje yagerageza kwinjira mu cumba, niho vyabaye. Nagiye mw'iyerekwa muri ico gitondo, hanyuma jewe hari ukuntu…Uburero, mwibuke, ntiyari indoto.

Harihoitandukaniro hagati y'indoto n'iyerekwa. Indoto ni igihe uba usinziriye. Amayerekwana yo, ni igihe uba udasinziriye. Twavutse tumeze uko. Umuntu asanzwe, iyoarose, ivyo bibera muri gatimanama kiwe ka kabiri. Rero gatimanama kiwe kabakari kure yiwe. Inziranyumviro ziwe ziba ziriko zirakora igihe cose ari murigatimanama kiwe ka mbere. Mur'ako gatimanama, wewe, uba ukanura; uba ushoborakubona, guhonja, kwiyumvamwo, kumoterwa, kwumva. Ariko iyo uri muri gatimanamakawe ka kabiri, usinziriye, haba kubona ntubona, ntuhonja, ntiwiyumva, ntumoterwa,canke ngo wumve. Ariko hari ikintu kanaka, iyo urose, ukagaruka mur'akagatimanama. Hariho ukwibuka, ku buryo wibuka ikintu warose, mu myaka yaheze. Umuntuasanzwe ni uko ameze.

Ariko iyoImana yategekanije kuva kera ikintu kanaka, aka gatimanama ka kabiri ntikabakari kure y'aha, ku wubona, ariko utwo dutimanama twompi tuba dufatanye. Kandiuwubona, mw'iyerekwa, si ngombwa ngw'arinde gusinzira. Aba akanura, hanyumaakabibona.

69 Ivyo narikondabisobanurira abaganga bamwe, ejo bundi. Barahaguruka baravuga bati: "Biratangaje.Ntitwari bwigere tuniyumvira kw'ibintu nk'ivyo bibaho." Igihe nagirisha ibipimomu vyuma bimurika mu muntu, bambwira ko jewe…Ntabwo bari bwigere babona ibintunk'ivyo. Murabona? Bavuze bati: "Emwe, hariho ikintu kigushikako." Nanjendavuga. Nababwira. Yavuze ati: "Ni ivyo, koko." Murabona?

Utwodutimanama twombi tuba dufatanye cane. Nta na kimwe nakoze, kandi ntibituma mbauwurenze abandi. Ni Imana gusa yabikoze gutya. Ntibirindira ko uba usinziriye. Ubauri aho, bikaba nk'aho woba usinziriye. Uba uhagaze aho, uraba hanze, nk'uku.

Kandi mwesemwarabibonye, mw'isi yose. Nturinda kuja kuryama. Uba uhagaze hano ku ruhimbi, urikouvugana n'abantu, mugaca munyumva ninjiye mu mayerekwa hanyuma nkagaruka. Turikumwe ndiko ndatwara imodoka, aho ari ho hose, ndakubwira ibintu bigiye kuba;kandi ntivyigera bihusha, habe n'igihe na kimwe. Hoba hariho umuntu yigeze kubibonabihusha? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya."—Umw.] Oya, mushingantahe. Ntibishobora guhusha.Ntibizohusha, igihe cose ari Imana. Nimurabe, aho nyene ku ruhimbi, ibihumbi, imberey'ibihumbi amacumi vy'abantu, mbere no mu zindi ndimi ntashobora no kuvuga, nong'aho nyene biguma bidahusha. Murabona? Ni Imana!

70 Rero, muri iryoyerekwa, canke nk'uko nariko ndavuga, ndavye, mbona ikintu gitangaje.

Mw'uyo mwanya, wamengo ni umuhungu wanjemuto Joseph, yari i ruhande yanje. Nariko mvugana na we. Noneho, witegerejeneza iryo yerekwa, uzobona impamvu Joseph yari ahagaze aho.

Maze nditegereza, mbona igisaka kinini. Hanyuma kur'ico gisaka, hari inyonizari mu—mu murwi, twarin utunyoni duto, zifise uburebure bw'amakikabw'isantimetero no mu maduga. Izo nyoni zari intwari. Amababa yazo mato yariyarashwe. Kandi zari nka zibiri canke zitatu kw'ishami ryo hejuru, zitandatu cankeumunani kw'ishami rikurikira, na cumi na zitanu canke mirongwibiri kw'ishamirikurikira; umanuka mw'ishusho y'umusonge. Rero utwo tunyoni duto, izo ntwarabutumwanto, zari zirushe cane. Zariko ziraba zerekeza mu Buseruko.

Nanje nari i Tucson, muri Arizona, mw'iryo yerekwa, kuko Yararitomoye neza kuburyo ntayoberwa kubona aho ari ho. Nari nikura ibifashi vyo mu bugaragwa. Ndibwira nti: "Noneho,ndazi ko iri ari iyerekwa, kandi ndazi ko ndi muri Tucson. Kandi ndazi ko izo nyoninto zigereranya ikintu kanaka." Kandi zaraba zerekeza mu Buseruko. Giturumbuka,zica zigabira kuraguruka, ziravuduka zigenda zerekeza mu Buseruko.

71 Zikimara kugenda, haza inyoni nini-nini zigize umurwi. Zasa n'inuma, amababa asongoyecane, zisa n'ibara ry'umunyota, gusa zisa n'igitare gato kuruta za ntwarabutumwanto za mbere. Kandi zari zije zivuye mu Buseruko n'umuvuduko munini.

Hanyuma bidatevye, zikimara gukamangana,nongera guhindukira ndaba mu Burengero, ni ho vyabereye. Habayeho ugururikakwanyigangije isi yose.

Ubu rero, ibi ntibibacike. Namwe, namwe abari kui bǎnde, mumenyeneza yuko ibi mwabitahuye neza.

Ubwa mbere, habaye uguturika. Kandi nibajije ko ukwo guturika kwumvikanye nkahamwe hari uruhome rw'ijwi, uko mwonavyita, iyo indege zirenganye aho ijwiryumvkana, ijwi rica rigaruka gusamirana kw'isi. Haranyiganyize, nk'umutontomo,ibintu vyose. Aho, wari gushobora kuba wari u—u—umuturagaro ukomeye w'inkubaumeze nk'umuravyo; ariko nta muravyo nabonye. Numvise gusa ukwo guturikagusamirana, vyumvikaniye nk'aho umengo hari mu bumanuko bw'aho nari ndi, amajamuri Mexico.

72 Ariko, vyaranyiganyije isi. Kandi igihe vyaba, nari nkiraba mu Burengero. Hanyumakure cane mu Bihe Bidashira, mbona ikintu kanaka kije kigize umurwi. Wamengo ninkaho twari utuntu tw'utuburungu. Dushobora kuba tutarenga dutanu, canke indwi.Ariko, Vyari biri mw'ishusho y'umusonge, nka za ntwarabutumwa zǎza. Mazeivyo bimaze kuba, Ubushobozi bw'Imana Mushobora vyose buranterura mu kirere kugirango duhure na Vyo.

Kandi ndashobora kubibona. Ntabwo Vyigeze bimvamwo. Iminsiumunani irashize, yamara sinshobora kuvyibagira. Nta kintu nari bwigere ngira kimpagarikaumutima nk'ico. Umuryango wanje uzobibabwira.

73 Narashoboyekubona abo Bamarayika, ayo mababa asongoye yari inyuma, bǎgurukabihuta kuruta umuvuduko w'ijwi. Baje bava mu Bihe Bidashira, mu kanya isase, nk'akogukubita urugohe. Ntivyamaze n'akanya ko guhumaguza, gukubita urugohe gusa, BariBamaze gushika. Nta mwanya naronse wo guharura. Nta mwanya nari mfise kiretseuwo kubitegereza gusa. Abamarayika bahambaye b'abanyenkomezi nyinshi cane, beraderere nk'urubura; baguma bakubita amababa yabo, n'imitwe. Kandi baguma bagira,"hwuuuui-hwuuuui!" Kandi igihe vyaba, nari nateruwe mu kirere mur'uyo musonge,mw'uwo

murwi.

Nariyumviriyenti: "Noneho, ng'ibi." Nari nakongataye wese. Nibwiye nti: "Ôo, bagenzi! Ibi bisobanurako hazobaho uguturika kuzompitana. Ndi kw'iherezo ry'urugendo rwanje ubu. Iriyerekwa niryamvako, ntawe nzobibwira mu bantu banje. Sinshaka ko babimenya.Ariko, Data wo mw'Ijuru yamenyesheje noneho ko igihe canje kirangiye. Kandisinzobwira umuryango wanje, gurtyo boye guhangayika bavuga bati: 'Kubera, yimirijekugenda.' None kw'abo Bamarayika baje kuntora, aho vuba ngiye guhitanwan'uguturika kanaka."

Hanyuma binzako,mu gihe nari muri uyo murwi w'Abamarayika, ngo: "Oya, ntabwo ari ivyo. Iyaba vyakwishe,vyari kuba vyishe na Joseph." Kandi nari nshoboye kwumva Joseph ampamagara.

Emwe, noneho nongera guhindukira. Ndiyumviranti: "Mwami Mana, iri yerekwa risobanura iki?" Naribajije.

Hanyuma binzako,(atari ijwi) vyabaye bunzeko gusa. "Ôo! Abo ni Abamarayika b'Uhoraho, bajekumpa igikorwa c'ibango canje gishasha." Ivyo maze kuvyiyumvira, nkirizaibiganza, ndavuga nti: "Ô Mwami Yesu, Ugomba nkore iki?" Hanyuma iryo yerekwa riramvako.Namaze hafi isaha yose umubiri watimvye.

74 Noneho, mwebwebantu murazi imihezagiro y'Umwami ico ari co. Ariko, Ubushobozi bw'Umwami buratandukanyecane, Ubushobozi bw'Umwami bwa mwene aho hantu. Nari maze kubwumva, kenshi, kenshicane, imbere y'aho, mu mayerekwa, ariko nta na rimwe mur'ubwo buryo. Bwumvikanank'ubwoba bw'igitinyiro. Naragize ubwoba bwinshi ku buryo no gukongataranakongataye, imbere y'ivyo Binyabugingo.

Ndavuga Ukuri.Nk'uko Paulo yabivuze, "Simbesha." Ntabwo mwigeze munyumva mvuga ikintu kitarico ku bintu nka mwen'ivyo. Hariho ikintu kanaka cimirije gushika.

Hanyuma,hashize akanya, ndavuga nti: "Mwami Yesu, nimba ngiye kwicwa, bimbwire,kugira ngo ibi bintu sinzobibwire abantu banje. Ariko nimba ari ikindi kintu, bimbwire."Ariko, nta na kimwe canyishuye.

Mpwemu amazekumvako, ndakeka nko mu gihe kingana n'igice c'isaha, canke kirenga, navuzenti: "Mwami, nimba ari vyo rero, nkaba ngiye kwicwa, kandi Ukaba Urangijenanje kw'isi, hanyuma—hanyuma ubu nkaba ngiye gutahanwa Muhira; ivyo, nimba ariko bimeze, ni vyiza. Ni vyiza cane. Rero," Ndavuga nti: "Nimba ari vyo, bimenyeshe.Subira Urungike ubwo Bushobozi bwawe ubugira kandi, noneho nca menya kw'abantubanje ataco ndi bubibabwireko canke uwundi wese, kuko Uzoba Wegereje kunjana." Mazejewe… Nta na kimwe cabaye. Nararindiriye gato.

Hanyumandavuga nti: "Mwami Yesu, nimba atari ico busobanura, maze bikaba bisigurako hari ico Umfitiye co gukora, maze nkaba nzogihishuririrwa hanyuma, mw'ico gihenurungike ubwo Bushobozi bwawe." Bwahatswe kumijurira hanze y'icumba!

75 Nisanze ndi ahantukanaka, mu mfuruka. Nari nshoboye kwumva umugore wanje, ahantu kanaka,agerageza kunyiganza urugi. Urugi rwo mu cumba co kuraramwo rwari rwugaye. Kandinari mfise Bibiliya izinguruye, hanyuma…Nariko ndasoma, sinzi, ariko hari mu, nibazako hari mu Baroma igice c' 9, umurongo wanyuma:…

Ehe ndashira i Siyoni ibuye ritsitaza, urutarerugwisha, kandi uwizera Uyo ntazoterwa n'isoni.

Mazendiyumvira nti: "Biratangaje kubona nariko nsoma ivyo." Mpwemu yabandanijeanzungurukana mu cumba! Ndazinga Bibiliya, maze mpagarara aho.

Negereyekw'idirisha. Hari nk'isaha zine z'umunsi, canke zirenga. Ndakiriza ibiganza,ndavuga nti: "Mwami Mana, sindabitahura. Uyu umbereye umunsi utangaje. None ndihafi gucanganyikirwa."

Navuze nti:"Mwami, ivyo bisobanura iki? Reka nongerensome, nimba ari Wewe." Ubu rero, ibi vyumvikana nk'aho ari bito. NarafasheBibiliya, ndayizingurura. Ng'ivyo na none, ha hantu nyene, Paulo abwira Abayudako bagerageje…Abwira Abaroma ko Abayuda bagerageje kuvyizeresha ibikorwa, arikoyuko twebwe ari kubwo kwizera tuvyizera.

76 Emwe, kuva ubwo, vyambereye ibiteye ubwoba. Ubu rero murabona aho ngeze. Sinzi ibirikobirashika. Sinzi ico novuga.

Ariko noneho reka, ubu, guhera ubu, mu minota cumi n'itanu canke mirongwibiriikurikira, reka ngerageze kugira ico mvuga hano aka kanya. Mwibuke, nta gihe nakimwe ayo mayerekwa yigeze ahusha. Kano kanya ngiye gufata Ivyanditswe mumwanya runaka, nimba mubibona, mu Vyahishuriwe Yohana igice ca 10. Kano kanyareka mvuge ibi. Iyo iyerekwa ari rihuye n'Ivyanditswe, rirashobora gusobanurwagusa n'Ivyanditswe. Hanyuma ndashaka ko ibi mubishira hamwe.

Kandi, ubu, mwebwe muri ng'aha, namwe muri kuri bănde, mumenya neza ko muvuga ibi nk'uko

ndabivuga, kuberako vyoshobora kworoha cane gutahurwa nabi.

Muriko murihutagiza? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya."—Umw.] Vyiza cane.Gusa…Ndabashimiye kubona mwatekereje cane, neza.

77 Ubu rero, "Uyo mumarayika w'indwi…"

Kano kanya, bashingantahe, (nk'uko nise umutwe w'icigwa) iki ni co kimenyetsoc'igihe c'iherezo? Ni hehe tubaye? Ni gihe ki? Nk'umwe arwana mw'ijoro, ananiwe,avyuka agacana itara kugira ngo arabe aho igihe kigeze, agaca azimya itara.Isengesho ryanje ni: "Mana, reka twatse Umuco."

Ngeze ahantu hateye ubwoba, hamwe gusa mwobimenya. Mwibuke, mvugana namwe mw'Izinary'Umwami, nababwiye Ukuri, kandi hariho ikintu kanaka cimirije gushika.

Sinzi. Noneho, mwebwe muri kuri bǎnde, tahura ivyo. Sinzi. Ngiye kugerageza. Ivyanjeko,ejo hahise, nicaye mu cumba canje co guteguriramwo, simvuze ngo ibi ni vyo; cariikintu gusa cariko kigendagenda mu mutima wanje, ndiko ndazunguruka ng'aho.

Ni nkaho nari—nari nkwiye kumanuka, ngafata umwanya muto nkamanukana naCharlie, tukajana guhiga umunsi umwe, imbere yuko dutandukana.

78 Reka mvuge, ivyo, kuko ko ngiye kuja mu Burengero, ntabwo ar'uko mvuye muri irihema. Iri ni ryo shengero Umwami Imana yampaye. Iki ni co cicaro canje. Hano niho mba. Ngiye gusa mu kwumvira itegeko nahawe biciye mw'iyerekwa. Umuhungu wanje,Billy Paul, azoguma ari umunyamabanga wanje. Ibiro vyanje bizoguma biri hanokuri iri shengero. Mfashijwe n'Imana, nzogaruka igihe…iki kintu kirangiye, kwigishaya Mashashara Ndwi. Kandi amabande yose nakoze, canke ikindi kintu cose, bizokorerwahano kuri iri shengero. Kandi hano, aho ngeza kumenya, ni ho hantu nshobora kwigisamfise umwidegemvyo mwinshi kuruta uko ndabishobora ahandi hose kwisi, kuko hanohari umurwi w'abantu bizera, kandi bafise inzara, kandi bavyumirako. Kandi ahanumva ari muhira, kuri jewe. Ni ng'aha. Kandi hamwe mwitegereje, izo ndotozavuze ikintu kimwe, murabona, ahari Imfungurwa.

Ariko noneho, sinzi ibiri ejo hazoza, ariko ndazi Uwufise ufise ejo hazoza. Iconi co ca nyamukuru.

79 Kano kanya, Mana, nimba nibeshe, umbabarire, hanyuma wugare akanwa kanje, Mwami,ku kintu cose coba atari ubugombe bwawe. Ndiko nkora gusa kuko njorewe, Mwami.Abantu baratahura; kimwe gusa ndajorewe.

Impamvu nibaza ko insobanuro zitigera ziza ubwo nyene, vyatewe n'ukudahinyuzwakw'Imana, kuko nizera ko vyanditswe hano muri Bibiliya kubwanje. Noneho nimba bihuyen'Ivyanditswe, Ivyanditswe vyonyene ni vyo bishobora kubisobanura. Kandi nimba ibiari ukuri, Mwene Data, Mushikanje, sinshatse kubatera ubwoba, ariko vyotuberavyiza twitonze cane kano kanya. Twimirije ku…Hariho ikintu kanaka cimirijegushika. Kandi ibi ndabivuganye ukwubaha n'ugutinya Imana. Kandi mwibaza ko nohagararahano… Kandi mwebwe bantu murananyizera ko ndi umuvugishwa; simvuga ko ndi we.

Ibishobisho vyanje vyari ibi. Na-…Umwaka ushize, naravuze nti: "Je…ikintu kimwenabonye, umuvyuro waheze, mu mahanga, canke, mw'iki gihugu, uko biri kwose." Narafasheurugendo rw'ivugabutumwa. Benshi muri mwebwe twarajanye. Ôo, vyari vyiza.Twagize ibihe vyiza, ibikorane vyiza, amasinzi menshi, ariko ntivyagemye ku ntego.

Uyu mwaka, ngiye gufata urugendo rw'ubumisiyonari. Bikimara kunkundira, nzocanja muri Afrika, mu Buhindi, mbere kw'isi yose, ninaba ndabishoboye, mu rundirugendo rw'ubumisiyonari.

Ivyo nibitakunda, ubwo mwo kimwe nzoca mfata amazi canke ibifungurwa, hanyuma nurireumwe muri ya misozi miremire yo hiyo hakurya, maze ngumeyo kugeza Imana inyishuyemu buryo kanaka. Sinshobora kubaho gurtya. Sinshobora kubandanya gusa.

Ibi bishobora kuba inyishu hano. Sinzi. "Kugeza Impinduye,"

80 muribuka rya yerekwamu mayinga atatu aheze, "mpagaze mu zuba, ndiko nigisha ishengero"? Mwese mwarihano kuw'Iyinga uheze. Iminsi y'Iyinga myinshi, mwebwe bantu hano muronka amabǎnde, kandi—kandihano ni ho akorerwa, muratahura ibi bintu. Kubera ko, ubu ngomba nkubitekur'ivyo bintu, muvyitegereze. N'ido n'ido ryose ry'ivyo vyavuzwe, vyarafashweamajwi, bitegerezwa rero kuba ari yo nsobanuro. Sinzi. Ni yo mpamvu mvuga nti:"Bashingantahe, mbega ni ibi?"

81 Nizera ko "uwo mumarayika w'indwi" wo mu Vyahishuriwe Yohana 10 ariya ntwarabutumwa y'indwi y'ishengero yo mu Vyahishuriwe Yohana 3:14. Mwibuke.Reka noneho nsome. Ndabe aho nshobora gusoma. Kano kanya, uyu yari umumarayika w'indwi.

Ariko mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, (umurongo w'indwi) ah'azoba agira avuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe,nk'uko Yabariye abasavyi bayo Ubutumwa Bwiza, ni bo bavugishwa na

Yo.

Noneho, murabona ko uyu yari umumarayika. Kandi ni wa mumarayika wo mu gihe c'indwic'ishengero, kuko bivugwa hano ko ari "umumarayika w'indwi," wo mu gihe c'indwic'ishengero. Musanga, hamwe mushatse kuraba uwo…aho uwo mumarayika ari, IvyahishuriweYohana 3: 14, ni: "Umumarayika w'ishengero rya Lawodikiya."

82 Noneho, mwibuke igihe ivyo vyavugwa ng'aho, abamarayika na vya bihevy'ishengero vya kera. Hanyuma ubu, muri ibi, bizokwinjiranamwo neza n'ayaMashashara Ndwi tugiye kuvugako. Kandi ayo Mashashara Ndwi tugiye kugeragezakuvugako, igihe nicagera, ni ya Mashashara Ndwi yanditse. Kandi ayo MashasharaNdwi, nk'uko mubizi, ni ukwigaragaza gusa kw aba bamarayika ndwi ba yamashengero ndwi; ariko, hariho ayandi Mashashara Ndwi ari inyuma y'Igitabu, nihanze ya Bibiliya. Nimurabe. Turabishikira mu kanya.

Kano kanya, imbere yuko ntangura ibi, mbega murarushe? Woba wipfuza guhagarara,uguhindura uko umeze? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya."—Umw.]

83 Ubu rero mutegeyompi mu bwitonzi ntangere.

Uyo mumarayika w'indwi wo mu Vyahishuriwe Yohana 10: 7 ni ya ntwarabutumwa y'igihec'indwi c'ishengero. Murabona? Noneho murabe. "Ariko mu minsi…" Ubu reromwitegereze hano:

Ariko mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, ah'azoba agiraavuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe,…

Ubu rero, asamiranisha, iyi ntwarabutumwa, uyu mumarayika w'indwi hano, asamiranishaUbutumwa bwiwe kw'ishengero rya Lawodikiya. Nimurabe ubwoko bw'Ubutumwa bwiwe. Uburero, ntihari ku mumarayika wa mbere, si ho Ivyo vyatanzwe; umumarayika wakabiri, uwa gatatu, wa kane, wa gatanu, wa gatandatu. Ariko umumarayika w'indwini we yari afise Ubutumwa bw'ubwo bwoko. Vyari ibiki? Nimurabe ubwokobw'Ubutumwa bwiwe: "Guheraheza amabanga yose y'Imana, yanditse mu Gitabu." Uwo mumarayikaw'indwi aheraheza amabanga yose yasigaye yenena, ivyo bintu vyose mur'ukwokwitunganya kwose n'amadini. Umumarayika w'indwi arabikoranya, agaca aherahezaibanga ryose uko ryakabaye. Ivyo ni vyo Bibiliya ivuga: "Aheraheza ibanga ry'Igitabucanditse."

84 Kano kanya reka tumenye amwe muri ayo mabanga, kandi nimba mushaka kuvyandika.Ubwa mbere, ngomba mfate ivyo insobanuro ya Scofield ivuga hano, muri Matayo13. Nimba mwifuza kwandika bimwe mur'ibi, nimba udafise Bibiliya yasobanuwe naScofield, ushobora gusoma uko we abona amwe mur'ayo mabanga. Noneho, ku murongowa 11:

Maze arabishura, aravuga ati, Kuko mwebwe mwahawe (abigishwa biwe), kukomwebwe mwahawe kumenya amabanga y'Ubwami bw'Ijuru, ariko bo ntibabihawe, arikobo ntibabihawe.

Amabanga, ng'iri "ibanga." Ibanga ni Icanditswe, ni Ukuri kwanyegejwe imbere y'igihemaze ubu kugahishurwa mu buryo bwa Kimana, ariko (hakaba hariho) ikintu c'indengakamerekiguma gifatanye na kwo n'ubwo kuba kwahishuwe. Amabanga ahambaye cane hamwe n'amabangaahambaye ni aya:

85 Nimero imwe: iryo banga ry'Ubwami bw'Ijuru. Iryo ni ryo turiko turavugako akakanya. 13, Matayo 13:3-50.

Noneho, ibanga rya kabiri ni rya banga ry'uguhumishwa kw'Abisirayeli mur'ikigihe. Abaroma 11:25, hamwe n'insobanuro.

Irya gatatu, ibanga rya gatatu ni rya banga ryo guhindurwa kw'abera bazobabakiriho kw'iherezo ry'iki gihe. 1 Ab' i Korinto 15, hamwe n' 1 Ab' iTesalonike 4:14-17.

Irya kane, ibanga ry'Ishengero ryo mw'Isezerano Rishasha nk'Umubiri umwe ugizwen'Abayuda bo n'Abanyamahanga. Abanyefeso 3:1-11, Abaroma 16:25, hamwe n'Abanyefeso6:19, Abakolosayi 4:3.

Ibanga rya gatanu ni iry'Ishengero nk'Umugeni wa Kristo. Abanyefeso 5:28-32.

Ibanga rya gatandatu ni irya Kristo muzima, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi,n'ibihe vyose. Ab'i Galatiya 2:20, n'Abaheburayo 13:8, n'ahantu henshi nk'aho.

Ibanga ry'indwi ni iry'uko Imana ari Kristo, nk'ukunengesera kw'Ubumana mumubiri, Uwo muri We ubwenge bwose bw'Imana…

…kandiukumera nk'Imana kwagarukaniwe umuntu.

Ibanga ry'icenda ni ibanga ry'ukugabitanyakuboneka mu 2 B'i Tesalonike, n'ahandi.

Ibanga ry'icumi ni irya za nyenyeri ndwi zo mu Vyahishuriwe Yohana 1:20. Ivyotwaravyigishije, "Izo

nyenyeri ndwi z'ayo mashengero ndwi, ni zantwarabutumwa ndwi," n'ibindi.

Hanyuma ibanga rya cumi na rimwe ni Babuloni h'akabanga, umwe maraya. IvyahishuriweYohana 17:5-7.

86 Ayo ni amwe mu mabanga uyu mumarayika agomba guheraheza, "amabanga" yose,amabanga yose y'Imana.

Hanyumaayandi, kandi ibi reka ndabivugane ukwubaha, kandi ntisunze jewe ubwanje, arikonisunga wa Mumarayika w'Imana:

Rwa ruvyaro rw'inzoka, iryo ryabaye ibangaryanyegejwe, uko ibihe vyagiye bikurikirana.

Ubuntu, bwagarukanywe;atari umuvumo, ariko ubuntu nyabwo bw'ukuri.

Nta kintu kibaho nka kuzimu y'Ibihe Bidashira, kuzima yaka umuriro. Uzoshaimyaka amamiliyoni. Ariko, ikintu cose cari Ikidashira, nticigeze kigiraintango canke ngo kigire iherezo; kuzimu yaremewe.

Ayomabanga yose!

Ibanga ry'umubatizo wa Mpwemu Yera, ata gushishimuka, ariko wa Muperesona waKristo akorera muri wewe vya bikorwa nyene Yakora.

Ibanga ry'umubatizo wo mu mazi. Aho, inyigisho ikabije y'ubutatu yawuzanye mu vyubahirovya "Data, Mwana, Mpwemu Yera." Hamwe na rya banga ry'Ubumana sishitswa mumubatizo w'Izina rya "Yesu Kristo," twisunze Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, uwoIshengero ryategerezwa kuronka mur'iki gihe.

Ng'ayoamwe mur'ayo mabanga.

Ukugaruka kw'Inkingi y'Umuriro! Amen! Ico ni ikintu categerezwa kuba, kanditurakibona.

87 Ôo,ese ukuntu twobandanya, tukadondagura ayo mabanga!

Turabona ya Nkingi y'Umuriro imwe yarongora abana b'Isirayeli, imwe nyene yakubitaSauli mu nzira imanuka i Damasiko! Kandi Imwe nyene iza, hamwe na bwa Bushobozinyene, Igakora vya bindi nyene, kandi Igahishura rya Jambo nyene, Ikagumana naBibiliya urudome ku rundi!

Kuvuza inzamba, bisobanura inzamba y' "Ubutumwa Bwiza". Kandi kuvuza inzamba,muri Bibiliya, bisobanura ngo: "Nimwitegurire intambara y'Ivyanditswe." Mbegamuriko muravyandika? Intambara y'Ivyanditswe!

Paulo yavuze, nimba mushaka kuvyandika, ni mu 1 B'i Korinto 14: 8. Paulo avugaati: "Hamwe inzamba itanze ijwi ridatahuritse, umuntu yomenya ate ivyokwitegura?" Kandi nimba idafise ijwi ry'Ivyanditswe, ryemejwe, u—ukwemezakw'Ijambo ry'Imana ryagaragajwe, tuzomenya dute ko turi gihe c'iherezo?

Nimba ivuga ko bizera ko Yesu Kristo ari Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsin'ibihe vyose, ariko bagahakana ibimenyetso vyiwe n'utwumiza vyatumenyeivyaremwe vyose bimwizera, kandi Ishengero ryose rikawmizera kubw'ivyo, twomenyadute ukwo turi bwitegure?

88 Umuntu kanaka yaraje afise ikibaho hanyuma ashushanya ivyo vyose; hanyumaumuntu araza, ikindi kintu, ashushanya ivyo vyose, bitandukanye n' ibi vy'uyu. Bamwe baraje bavuga ngo ni Ibi, kugaruka kur' ibi. Abandi baranditseibitabu, n'ibindi nk'ivyo.

Ariko, Imana iza mu Bushobozi bw'izuka ryiwe! Noneni nde azovuga ibinyuranye na Vyo? Nimba Yesu Kristo ari Wa Wundi nyene ejohahise, uyu munsi, n'ibihe vyose, Akora nk'ivyo Yakoze ejo hahise, uyu munsi, n'ibihevyose. Ivyo ni vyo uyu mumarayika agomba gukora, gufata ayo mabanga, ivyo bintuvyenena abantu bazimirirako.

Nimurabe, hamweitanze ijwi ridatahuritse, ridashingiye ku Vyanditswe, ni nde ashoborakwitegura? Ariko, inzamba, mwabonye, kimwe cose muri ivyo bihe, nk'uko nababwiyeku yerekeye ishengero ririko riraza, hariho inzamba yumvikanye, Ishashararigaca rimenwa. Kandi inzamba isobanura intambara. Hamwe idatanze ijwi ry'Ivyanditswe,ivyayo biba bimeze gute?

Ariko reka ibindabibibutse. Ubu rero ibi ntibibacike.

89 Nimurabe, ishengero ryose ryari rifise intwarabutumwa yaryo. Ivyo turabizi. Pauloyari intwarabutumwa ya mbere. Igihe inzamba ya mbere yasamirana, hanyumaIshashara rya mbere rikamenwa, Paulo yari intwarabutumwa ya mbere, nk'ukotwabibonye, none yakoze iki? Yatangaje intambara (ku ki?) kw'ishengero ry'abaOrtodox, kubona batizeye ikimenyetso ca Mesiya ico Yesu yari yabagaragarije. Emwe,bari bakwiye kuba bakimenye. Bategerezwa kuba baramumenye.

Mwibuke, Paulo yaje kw'iherezo ry'igihe. Intwarabutumwa zose ziza kw'iherezory'igihe. Ni mu gihe

c'iherezo, ni ho ivyo bintu bi—bizanwa.

Paulo, azi Ivyanditswe,kandi azi ko Yesu yari We Mesiya, kandi akaba yaciriyekw'iteka ayo masinagogi,ahantu hose, hamwe n'Ivyanditswe, hanyuma yirukanwa muri rimwe ryose muri yo; kuburyo, amaherezo, yabakunkumuriye umukungugu w'ibirenge maze ahindukirira Abanyamahanga.

90 Vyari ibiki? Ijwi ry'inzamba; umumarayika, intwarabutumwa, ihagaze hariya hamwen'Ijambo! Ôo, bagenzi! Ibi ntibibacike kano kanya. Ijambo! Kandi Paulo, hamwe n'insobanuroityoroye y'Ijambo ry'Imana, yaraciriyekw'iteka rimwe ryose mur'ayo masinagogi. Vyahavuyebimutwara ubuzima.

Ese ukuntu twoshobora kubandanya kuriIreneyo, wa wundi, ya ntwarabutumwa y'igihe cakurikiye c'ishengero!

Hamwe n'UmwerandaMartin, igihe c'ishengero cakurikiye, igihe bari batanguye kuzana inyigishoz'Abanikolayiti, zitanguye kwinjira. Na bo baraciriyekw'iteka ico gihe. UmwerandaMartin yaraciriyekw'iteka igihe ciwe.

Hanyuma, Luther, intwarabutumwa ya gatanu,yaraciriyekw'iteka iryo shengero Katolika, akoresheje Ijambo ry'Imana. Yavuzeati: "Umugororotsi azobeshwa n'ukwizera. "Kandi uyu si umubiri nyezina waKristo," hanyuma asiribangira hasi bimwe vy'amasangira, arasohoka acirakw'itekairyo shengero Katolika. Iyo nzamba yumvikanye neza. Mbega ukwo ni ukuri?

91 John Wesley arahaguruka,mu gihe c'ishengero ry'Abangilikani. Bo bavuga ngo: "Erega, nta mpamvu n'imweyo kugira umuvyuro," vyose bica birabora. Ariko John Wesley yarahagurutse, afiseubutumwa bwg'iikorwa ca kabiri c'ubuntu, ukwezwa, maze acirakw'iteka iryoshengero ry'Abangilikani n'inzamba y'Ubutumwa Bwiza, yitegurira intambara. Ukwoni ukuri. Yarabikoze.

Ubu turi mugihe ca Lawodikiya, twongeye kwitunganya; Abametodiste, Ababatiste, abaperesipiteriyano,Abaluteriyano, Abapentekote. Kandi turindiriye umuvugishwa aza gucirakw'itekaiki gihe, yongere abagarure bave mu kugabitanya kwabo.

None, nimba ubwoari bwo bwabaye uburyo bwo gukora, kuva kera, Imana izohindura uburyo bwayomuri iki gihe? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya."—Umw.] Ntishobora kubihindura. Itegerezwakubandanya uburyo bwayo bwo gukora ibintu.

92 Kandi mwibuke, iyi ntwarabutumwa yariumumarayika w'indwi, kandi yategerezwa gufata amabanga yose akayegeranya. Nimurabe,umumarayika w'indwi yategerezwa gucirakw'iteka ishengero rya Lawodikiya, ritunze."Ndatunze, ndi umukire, kandi ntaco nkeneye.'" Na We Ati: "Uri umugorwa,umukene, impumyi, ugenda amenya, kandi ntavyo uzi." Ubwo ni bwo bwari Ubutumwabwiwe.

Ô Mana, rungikaumuvugishwa adatinya afise NI K'UHORAHO AGIZE, iyo Ijambo ry'Imana ryemejwe rizokoreramwokandi yerekane ko yarungitswe n'Imana. Kandi niyaza, azocirakankamira ivyo bihe. Koko azobikora.Azokora ku buryo iryo shengero rya Lawodikiya rimurwanye. Nta nkeka, azobikora.Barabikoze mu bindi bihe vyose. Ntabwo bizohinduka muriki gihe. Bitegerezwakuba kumwe.

93 Nimurabe, kanokanya, ishengero rya Lawodikiya. Iyo ntwarabutumwa (izoheraheza) ya Lawodikiya,uwo mumarayika w'indwi, izoheraheza amabanga yose yatakaye mu ntambara zabayeimbere y'aho, kubw'Ukuri.

Lutheryarahagurutse, ariko ntiyari afise Ukuri kwose. Yari afise ugutsindanishirizwakwonyene. Ni vyo.

Hanyuma hazaiyindi ntwarabutumwa yitwa John Wesley, hamwe n'ukwezwa. Ntiyari abifise. Ni Bibiliyaibivuga. Ishengero rya Filadelufiya!

Noneho hazaigihe c'ishengero rya Lawodikiya, hamwe n'umubatizo wa Mpwemu. Ariko barabidabadanzevyose, hanyuma bisubirira mu vy'ishusho y'inyuma nk'uko babikoze ubwa mbere.

Mu gihe, "Ategerezwagufatwa nka Alufa na Omega," Ukuboko kwiwe kuraba mu ruhande rumwe, urundi murrundi ruhande, "Uwa mbere n'uwa nyuma."

94 Mpwemu wiweyamanutse ku Munsi wa Pentekote yuzura uwo murwi.

Ryagiye riragabanuka buhoro buhoro, gushikahaje ibihe vy'umwijima. Vya Biterekwakw'amatara Ndwi vy'Inzahabu, vya Bihe Ndwivy'Ishengero, ica nyuma ni co cari kure yiwe kurusha ibindi. Aho hariigih-…hafi imyaka igihumbi y'umwijima w'ishengero Katolika

Luther atangurakuzana umuco ukurikira, wegereye Ijambo gato.

Umuco ukurikira,waje wegereye birushirije.

Umucoukurikira, Lawodikiya. Hanyuma ugaruka neza nk'uko wari umeze, ubwa mbere, uhitausubira

muri wa mwanda wo mu ntango. Mbega ntimubona ico nshaka kuvuga?

95 Noneho murabe.Hariho Ukuri kwinshi kwatakariyeyo hiyo, (kubera iki?) aho abandi bagiriyeimyumvikano ku Kuri. Ariko uyu mumarayika w'indwi nta na kimwe agirakoumwumvikano. Yegeranya ivyo bintu vyose vyenena, akavyegeranya vyose. Kandi kw'ijwiryiwe, "Ibanga ryose ry'Imana ryategerezwa kuba ryaherahejwe." Ôo! Mana, murungike.Amabanga yose yanyegejwe aherahezwa igihe we, Ivyo abihishuriwe. Biciye kuki?Nimba aya ari amabanga yanyegejwe, uwo mugabo ategerezwa kuzoba ari umuvugishwa.None ntitwavyinjiyemwo maze turabona ko uwo muvugishwa yoje mu gihe c'iherezo,yuko yobaye ari umwe Eliya ahambaye, umwe twarindiriye? Kuko, aya mabanga yanyegejwe,biciye mu banyatewolojiya, ategerezwa guhishurwa; ku Mana. Kandi Ijambo riza kumuvugishwa gusa. Kandi turabizi. Azoba Eliya wa kabiri, nk'uko vyasezeranywe. Ôo,bagenzi! Ubutumwa a—azozana buzoba ari amabanga, vyose, ibi bintu vyose.

96 Turafise umubatizo wo mu mazi. Vyose nivyarasukiranijwe. Ukwo ni ukuri. Umwe aramijagira; uwundi agasukako. Umuntuafata "Data, Mwana, Mpwemu Yera." Uwundi afata ibi. Umwe abatiza gatatu, ajana imbere; kuko, ubwa mbere ku Manayitwa "Data," ubwa kabiri ku Mana yitwa "Mwana," ubwa gatatu ku Mana yitwa "MpwemuYera." Uwundi agaca avuga ati: "Murihenda. Ategerezwa kubatiza ajana inyuma, gatatu,muri ubwo buryo." Kandi, yewe, mbegaakajagari!

Ariko vyose vyaraherahejwe,kuko hariho Imana imwe rudende, kandi Izina ryayo ni Yesu Kristo. "Kandi ntarindi zina riri musi y'Ijuru iryo abantu bakwiye gukirizwamwo." Nta canditswena kimwe co mu Vyanditswe, nta hantu na hamwe muri Bibiliya hari umuntu n'umweyigeze abatizwa mu bundi buryo atari mw'Izina rya Yesu Kristo. Nta na rimwemuri rya Shengero rishasha, canke Ishengero rya Yesu Kristo, aho bigezebamijagira, basukako, canke ikindi kintu cose. Nta na rimwe habaye umuhangowakoreshejwe, "Ndakubatije mw'izina rya Data, Mwana, Mpwemu Yera." Ni za nemeran'ibindi.

Kandi ku rugambarw'Ukuri, ivyo bintu vyaratakaye, ariko Imana yavuze ko bizogarukanwa mu gihec'iherezo. "Nzogarukana," ni k'Uhoraho agize. Ivyo twaravyigishijeko, ntabwo arikera, Ca Giti c'Umugeni.

97 Bizosaba umuvugishwa.Bibiliya ivuga ko yobaye ari hano. Ukwo ni ukuri. Malaki 4, ivuga ko azoba arihano, kandi twizera ko azoza. Turamurindiriye. Turindiriye ukwigaragaza kwiwe, mazetuzobona Ijambo ry'Imana ryemejwe.

Hazobahobake gusa bazobitahura. "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Nowa, ni ko bizomera mumuzo w'Umwana w'umuntu." Ni bangahe barokotse? Imishaha itanu…Mu minsi ya Loti,mu vy'ukuri habayeho batatu barokotse. Umugore yaratanguye arasohoka, munyumaaratakara. "Ni ko bizomera mu muzo w'Umwana w'umuntu." Hazobaho bake cane bazorokoka,bazozamurwa ico gihe; rimwe muri ya mabanga, iry'iryo Shengero rizozamurwa. Nk'ukoLoti yajanywe, nk'uko Loti yakuweho, ajanwa kure; Nowa yarazamuwe; n'Ishengerorizozamurwa, na Ryo. Umwe yarinjiye; hanyuma uwundi arasohoka; Uwundiarazamuka. Murabona? Ni ukuri, neza na neza.

Ijamboriraza. "

98 Igitabu canditswemwo imbere," kiba giherahejwe mu gihe ayo mabangayose arangije kwumvikana. Noneho rekanongere mbisome, aka kanya, kugira ngo muvyemezwe neza. Ubu rero murabe:

Ariko mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi (umumarayika wanyuma), igihe azoba agira avuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imana rizobariherahejwe,…

None,"ibanga ry'Imana," ni iki? Paulo yavuze, muri 1 Timoteyo 3, ndizera ko ari ho,yavuze ati: "Nta wubihaka yuko ibanga ryo kwubaha Imana rihambaye cane:kuko Imana yagaragaye mu mubiri (twarayikozeko, twarayibonye), yakirwa mu Bwiza,ishingirwa intahe n'Abamarayika, Yemezwa hano kw'isi." Yari Imana! Koko, ni ibangarihambaye, ariko ryaraherahejwe ryose. Ntabwo ari "Data, Mwana, na Mpwemu Yera,"imana zitatu; ariko, Imana imwe mu vyubahiro bitatu. Ubudata, mu gihe ca Mose;Ubumwana, mu gihe ca Kristo; Mpwemu Yera, mu gihe c'ubugabuzi. Ubugabuzi butatubwa ya Mana nyene; atari Imana zitatu. Ubu iryo banga ryaraherahejwe. Bibiliyayavuze ko ryategerezwa. Igihe i…

99 Narabonye,ejo bundi, aho ubushakashatsi bugerageza kundwanya, mu vyo bavuga, ubwo navuzenti: "Umuntu wese yizera ko Eva yariye ipome!" Ubu ubushakashatsi bwabobuvuga, mwarabonye mu kinyamakuru ejo bundi, umutwe w'ivyandiko biri mu bidomebinini-binini, ngo: "Yariye ipera." Ubupfu. Ivyo rero vyari—vyarikumuresha? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya."—Umw.] Si vyo koko. Murabona? Barikobaragira gusa…Ivyo ni vyo—ivyo ni vyo Kayini yiyumviriye, murabizi, hanyuma acaazana ivyo nyene, ariko Imana ntiyakiriye ishikanwa ryiwe. Abeli, umugororotsi,vyaramuhishuriwe "Yari amaraso," maze azana amaraso.

Ô Mana, iri shengeron'iki gihe turimwo!

100 "Igitabucyanditswemwo imbere" noneho giherahezwa igihe uyu mumarayika ahagaritse, (kanokanya ndabingize ibi mubitahure), igihe Ubutumwa bw'umumarayika w'rindwi buherahejwe;ibanga ry'Ubumana,

ibanga ry'uruvyaro rw'inzoka, ayandi mabanga yose y'ibibintu vyose.

Ukuba Umwanakw'Ibihe Bidashira, nk'uko babivuga. Ni gute ashobora kuba Umwana w'IbiheBidashira, mu gihe bitigeze bigira intango canke ngo bigire iherezo; hanyumaumwana kikaba ari ikintu cavyawe? Vyoshobora kwumvikana gute?

Ni gute hoshoborakubaho gehinomu y'Ibihe Bidashira, mu gihe gehinomu yaremwe? Ndizera gehinomuyaka umuriro. Koko, Bibiliya irabivuga. Ariko, ni iyo gusangangura. Bibiliya ivugaiti: "Hahirwa umuntu umugabane wiwe utari mu rupfu rwa kabiri." Murabona? Murabona,ntimuzorandurwa n'urupfu rwa kabiri. Urwa mbere ni urwo mu buryo bw'umubiri. Urwakabiri ni urupfu rwo mu buryo bwa mpwemu, igihe vyose biba birangiye. "Umushahaucumura ni wo uzopfa." Uzahanwa kubera ivyaha vyawe, kumbure mu myaka amajana,imyaka ibihumbi. Ariko ntihashobora kubaho gehinomu y'Ibihe Bidashira, kukoBibiliya ivuga ko gehinomu yaremwe. Ni gute ishobora kuremwa hanyuma ikabahoIbihe Bidashira? Nimba harigeze kubaho…Bibiliya ivuga iti: "Gehinomu yaremewe waMurwanizi n'abamarayika biwe." Hanyuma, nimba yararemwe, ntishobora kuba iy'IbiheBidashira. Kubera ic'Ibihe Bidashira, ikintu cose c'Ibihe Bidashira, ntabwo kibacarigeze kigira intango canke ngo kigire iherezo.

Ukwo ni kotudashobora kwigera dupfa na mba, kuko twahozeho. Turi abagize Imana, umunago w'Imana,kandi ni Yo Kintu conyene rudende c'Ibihe Bidashira kibaho. Amen. Ntushoboragupfa nk'uko n'Imana idashobora gupfa, kuko uri Uwuhoraho, hamwe na Yo. Amen!Reka bize! Haleluya! Dusa n'abatanguye kurambirwa n'iki kizu ca kera c'abarwaye akaranda.

101 Nimurabe,"Igitabu canditswe," igihe uyu mumarayika arangije ivyo bikorwa vyosevy'ibango vyasigaye vyenena mu ntambara barwanye, Luther yararwanye, Wesley yararwanye,n'Abapentekote bararwanye. Bibiliya ivuga iti: "Ariko hazoza umwe, mu gihe c'ukwumvikanakw'inzamba yiwe, ayo mabanga yose…" Abanyabumwe bwagiye bajanye n'Izina ryaYesu; abanyabutatu bajanye na Data, Mwana, Mpwemu Yera, nk'uko babigenje muNama y'i Nikeya, ca kintu nyene; abo bompi bari bihenze. Ariko, ubu, hagati y'inzira,mu Vyanditswe, hari Ukuri. Murabona aho tugeze? Wa Mumarayika w'Uhoraho!

102 Nimurane muVyahishuriwe Yohana 5:1. Ubu rero ibi ni muvyumve:

Mbona Igitabu mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuriya ntebe, canditse imbere (ivyandiko vyariimbere) n'inyuma,kidombagijek'udushashara ndwi, tukimatanije tudomyemw'ikimenyetso.

Ubu rero, hariho inyandiko imbere mur'ico Gitabu. Ariko, inyuma cari gifise AmashasharaNdwi, ku mugongo waco, ivyo ntivyari vyanditswe imbere mu Gitabu. Noneho, uyu niuwahishuriwe avuga, Yohana. Ubu rero, mwibuke, Ntivyari vyanditswe imbere mu Gitabu."Kandi mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, iri banga ryose ryanditsweimbere ritegerezwa guherahezwa." Ritegerezwa guherahezwa, ico gihe. Kano kanyamurabona ico nshaka kuvuga? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Muriko murankurikira?["Amen."] Ubu igihe kirageze ngo ya majwi ndwi yo mu Vyahishuriwe Yohana 10ahishurwe. Igitabu kimaze kurangira, haba hasigaye ikintu kimwe gusa, kandi ayoni ya majwi ndwi y'amabanga y'imituragaro yanditswe inyuma y'Igitabu, amwe Yohanayabuzwa kwandika. Reka ndabisome.

Mbona uwundi mumarayika w'inkomezi—uwundi mumarayikaw'inkomezi amanuka ava mw'Ijuru, yambaye igicu, no mu mutwe yari yambayeumunywamazi, mu maso hiwe hasa n'izuba, amaguru yiwe asa n'inkingi z'umuriro:

Yar' afise mu minwe agatabu kazinguruye:…(Murabona, ubu rero mwitegereze ibi.)…ashinga ikirenge c'i buryo ku kiyaga, ic'ibumoso agishinga i musozi.

Asemerera n'ijwi rirenga, nk'ukw intambwe yivuga:asemereye, imituragaro ndwi ituragara amajwi yayo. (Mwitegereze.)

Kand' imituragaro ndwi imaze kuvuga nariko ngiranandike.

Hariho ikintu kanaka cavuzwe. Ntirwari urwamo gusa. Hariho ikintu kanaka cavuzwe.Yari agira yandike.

…Numva Ijwi rivuye mw'Ijuru rimbarira riti:…

103 Nimurabe aho ayo majwi yari, Imituragaro. Ntiyari mw'Ijuru; kw'isi! IyoMituragaro ntiyigeze ituragarira mw'Ijuru. Yaturagariye kw'isi.

…nariko ngira nandike. Numvaijwi rivuye mw'Ijuru rimbarira, riti Matanisha ishashara (N'urudome rukuruM-a-ta-n-i-s-h-a) udomemw' ikimenyetso ivyo imituragaro ndwi ivuze,ntuvyandike.

Aho niinyuma, igihe ico Gitabu kirangiye. Ntiyavuze ngo: "Ku ruhande rw'imbere." Yavuzeati: "Ku ruhande rw'inyuma," vyose bimaze kurangira, biherahejwe. Rero, ayamajwi ndwi y'Imituragaro ni co kintu conyene, gifatanye n'ico Gitabu, kidahishuwe.Nta n'ubwo vyanditswe no mu Gitabu.

Ôo, bagenzi!Icompa nkashikana ivyo aho abantu bashobora…Ntimubihushe. Ntimugire, ntimubihushe.Nyabune ntimubihushe, mw'aka kanya. Ndegereje kubasiga. Ntimubihushe. Nimbamwarigeze kwumviriza, nimwumve!

AyaMashashara ari inyuma y'Igitabu. "Hanyuma mu gihe umumarayika w'indwi azovuzainzamba, amabanga yose yanditse mu Gitabu azoba aherahejwe." Hanyuma ubwo nyeneico Gitabu, cari kizinguriye kandi canditswemwo imbere, kirazingwa, "Amabangay'Imana aba aherahejwe." Kandi ibanga ry'Imana ng'iri: ukugenda kw'Ishengero,n'ibindi vyose. "Ayo mabanga aba aherahejwe."

104 Igihe uyo mumarayika w'indwi amenyekanishijeibanga ryose, biba birangiye. Nabe uwo ari, ico biri cose. Ijambo ry'Imana ntirishoborakunanirwa. Kandi Avuga ati:

Ariko mu minsi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi,ah'azoba agira avuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe, nk'ukoyabariye abasavyi bayo, abavugishwa.

Ivyo bintu vyose,nka, yewe, Roma kuba ari yo umwe ma—maraya, n'amashengero yose y'Abaporoti,amadini yitunganije inyuma yiwe, yahindutse abamaraya biwe. Murabona? Ayo mabangayose, ayo abavugishwa bavuze, azohishurirwa hano muri iyi saha yanyuma.

Kandi igiheuyu mumarayika w'indwi ahagurutse mu gihe ca Lawodikiya agatangura kuvuza Inzambay'ukuri, kubera Izoba inyuranye, ntibazovyizera. Mu vy'ukuri ntibazovyizera.Ariko, azoba ari umuvugishwa ahumekewe, kuko nta bundi buryo bwo kubitahura.

Abantu bagerageza gutahura ubutatu, gushikaaho bamera imvi hanyuma bagahinduka abasazi. Nta n'umwe ashobora kubitahura.Baracizera ko Eva yariye ipome, hamwe n'ivyo vyose. Kubera ko, abantu bamyebumira ku migenzo, nka kumwe Yesu yasanga ishengero rimeze.

Ariko bizobangombwa kw'aba umuvugishwa arōngôrwa mu buryo bwa Kimana, kugira ngo Ijambory'Imana rimuzeko, hamwe n'insobanuro y'ukuri y'impishuro ya Yesu Kristo.Noneho rero, bi—bitegerezwa kumera gurtyo. Imana idufashe!

105 Rero, "Igiheavugije inzamba," ubu rero, ivyo ni NI K'UHORAHO AGIZE. Ivyo twabitahuye neza.Niyavuza inzamba y'Ubutumwa bwiwe, azoba atangaje intambara; n'kuko Paulo yabikozekuba Orthodox, nk'ukon' abandi bose babikoze, nka Luther, Wesley, barwanijeukwitunganya. Iyo atangaje intambara, akababwira ati: "Barabesha, kandi siUkuri! Kandi bariko barazimiza abantu!" Iyo avugije inzamba y'Ivyo, ntimushoborakunanirwa. Ntabwo bizonanirana, kuko azokwemezwa n'Ijambo ry'Imana. Muzomenyaneza ivyo ari vyo. Amaze kubikora, akavuza inzamba, ahamagara abantu kuva muri Babuloni,ati: "Bantu banje, nimuve iwe, mwoye gusangira ku vyaha vyiwe." Mana, murungike!Ntimubihushe.

106 Noneho, "Iyoatanguye kuvuza inzamba, ibanga rizoherahezwa." Ubu rero, murabe neza, noneho igihekiba kigeze ngo ya majwi y'Amashashara Ndwi, yo mu Vyahishuriwe Yohana 10,ahishurwe. Murabitahura? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Igihe amabangayo mu Gitabu aba aherahejwe! Kandi Bibiliya ivuga, hano, yuko yoheraheje ayomabanga.

Mu giheabantu kera mu bindi bihe barwaniye Ukuri. Bararwaniyeugutsindanishirizwa. Bagiye akanya gato. Ukwezwa! Bararwaniye ibi, kandi bararwaniye biriya. Bararwaniye ibi. Bakoze iki? Ubwo nyene baciye bahindukira hanyumababitunganyamwo amadini, vya bindi nyene. Abapentekote, n'Ababatiste, Abaperesipiteriyano,Abaluteriyano, buri wese, yakoze ivyo nyene, ubwo nyene baciye bahindukira bakoraivyo nyene.

107 Kandi Bibiliya ivuga, mu Vyahishuriwe Yohana 17, yuko ari vyo bokoze, umwenyina maraya n'abakobwa biwe, "BABULONI H'AKABANGA." Bibiliya ivuga, hano, yukoiryo ryobaye rimwe mu mabanga yohishuwe. Abaporoti, abamaraya, "bakoraubusambanyi bwo mu buryo bwa mpwemu," bayoboza abantu amadini, hamwe n'"igikombe cabo c'ibizira," c'inyigisho zaringanijwe n'abantu; bakabakura kw'isokoyuzuye Amaraso, aho Inkomezi z'Imana Mushobora vyose zitemba mu mwidegemvyokugira ngo zigaragaze Yesu Kristo. Ni ukuri. Rero, Imana izobishigikira, kandi Yarabikoze,kandi izobandanya. Ariko, ivyo nivyashika, Ijambo rizoba riherahejwe.

Ubu rero hasigaye ikintu kimwe gusa, na co ni ya Mituragaro Ndwi, tutazi. Kandintiyoba yaturagariye ubusa.

Imana nta kintu ikora iriko irafyina. Twebwe turafyina kandi tugakora ibintuvy'uburofa, ariko atari Imana. Ibintu vyose ku Mana ni "Ego" na "Oya." Ntifyina.Ntiyayata. Iba Ishatse kuvuga ico Iba Ivuze. Nta kintu ivuga kiretse gifiseinsiguro.

108 Hanyuma Imituragaro Ndwi, aha nyene mw'uku kwihishura kwa Yesu Kristo, ni ibangakanaka. Mbega Bibiliya ntivuga ko Iyi ari "Ukwihishura kwa Yesu Kristo"? Ahorero, hariho ibanga kanaka rinyegeje muryi Vyo. Hum! Ni Irihe? Imituragaro Ndwini yo irifise. Kubera ko, Yohana yagira ngo yandike, maze Ijwi

rimanuka rivuyemw'Ijuru, riti: "Ntuvyandike. Ariko, bidomekw' ishashara. Bidomekw' ikimenyetso.Bishire inyuma y'Igitabu." Bitegerezwa guhishurwa. Ni amabanga.

Ubu rero, twarakemuye ivyo bintu, kubwa Mpwemu Yera, yatubwiye ati: "Ntiryari ipome.Yari imibonano mpuzabitsina." Yaratubwiye ivyo bintu. Nta muntu n'umwe ashoboraguhagarara imbere yavyo. Sindigera mbona umuvugabutumwa, kuva mbaho, yigezeyemeranya na Vyo. Ariko, narababajije.

109 Murazi, muri Chicago, igihe twari duhagaze imbere yabo, abavugabutumwa nk'amajanaatatu na mirongo itanu, mwebwe bagore ba hano muri Chicago, ni ho mwari muri,mwaravyumvise.

Hanyuma Umwami yari yambwiye, amajoro atatu imbere y'aho, ati: "Bazogutegaumutego." Ambwira ati: "Hagarara aha kw'idirisha ico nkwereka." Avuga ati: "MushingantaheCarlson na—na Tommy Hicks muzohura ejo mu gitondo, bashaka ko mujana gufunguraivyo mu gatondo. Hanyuma uzobwire Tommy asigare. Ariko," Avuga ati: "Ng'uku ukobizogenda. Ubabwire ko batazogirira kirya gikorane harya biyumvira. Bazogikoreraahandi." Arambwira ati: "Ntutinye. Nzoba Ndi kumwe nawe." Ivyo jewe birampagije.

Bukeye bw'aho, Mushingantahe Carlson, umukuru w'Abadandaza bo mu Butumwa BwizaBwuzuye, yaraje, avuga…arampamagara, ambwira ati: "Mwene Data Branham, ndashakakujana nawe gufungura ivyo mu gitondo."

Ndamwishura nti: "Ni vyiza." (Ndamubwira nti: "Na Tommy Hicks ni ho azoba ari."

Duca turamanuka kuri Town and County, hanyuma avuga ati: "Emwe, Mwene DataBranham," avuga ati: "ni i…"

Ndamubazanti: "Tommy, nogusaba ikintu umfasha?"

Nawe at: "Ata nkeka Mwene Data Branham."

nti:"Mbega ntiwovuga mu gishingo canje?"

Anyishuraati: "Ôo, ivyo jewe ntavyo no—ntavyo noshobora."

Ndavuga nti: "Kubera iki? Ndi umunyeshuri yagarukiyemu w'indwi gusa, none nzo—nzovuga…Nohava mvuga empire [ubwami buganza ubundi bwami] mu gishingo ca umpire [umusifuzi]. Urabona? Sinzi ingenenzovugira hariya imbere. Kandi hazoba hariho rya shirahamwe ry'Abakozi b'Imana baChicago Ihambaye. Nzovugira imbere yabo gute, hamwe na ya mashure yanje agarukiramu w'indwi, ga Tommy? Wewe ufise Indangabumenyi y'Umwigisha mu vy'Ubumana." Ndavuganti: "Wewe urazi kuvuga. Jewe ntavyo nzi."

Arambwira ati: "Mwene Data Branham, ivyo sinoshoborakubikora."

Ndamubaza nti: "Kubera iki? Naragufashije mu bikorwa bitari bike." Kandinaduduriyeko.

Hanyuma Mwene Data Carlson ati: "Ôo, Mwene Data Branham, ivyo ntavyo yoshoboye gukora."

Nanjenti: "Kubera iki?"

Avugaati: "Emwe, we, a—a—a—a…"

110 Ndamubwira nti: "Urazi impamvu? raUzi igituma, ariko ntushaka kubimbwira. Harihoumutego banteze."

Ndabandanya nti: "Mwene Data Carlson, murafise irya ngoro y'amakoraniroy'ihoteli, si ko, hamwe twagirira amazimano ejo bundi?"

"Ego."

Ndamubwiranti: "Ntimuzoyironka."

Arambwira ati: "Erega, Mwene Data Branham, naramaze kuriha amahera yokuyifata."

Ndamubwira nti: "Sinitayeho ivyo mumaze kugira. Siho bizobera. Irya isize irangi risa n'urwatsi rutoto. Tuzoba turi mu yisizeirangi ryijimye. Nzoba nicaye mu mfuruka. Dr. Mead azokwicara i buryo. Wamugabo yirabura n'umugore wiwe bazicara hano,n'ibindi-n'ibindi. Hazoba hariho umuherezi wa Buda azoba yicaye i buryo bwanje kure,"n'ingene bazoba bambaye.

Navuze nti:"Urabizi ivyo ari vyo, Tommy. Uriko… Ririya Shirahamwe Rikomeye ry'Abakozib'Imana ryo muri Chicago rizoba rigiye kumpinyuza ku 'mubatizo mw'Izina ryaYesu Kristo.' Iryo Shirahamwe Rikomeye ry'Abakozi b'Imana ryo muri Chicago rizobarigiye kumpinyuza ku 'kimenyamenya ca Mpwemu Yera,' kuvuga mu ndimi. Bazoba bagiyekumpinyuza ku 'ruvyaro rw'inzoka,' no ku nyigisho y' 'ubuntu.'"

Tommy aca areraguza, ati: "Mukama ur'ikigongwa!" Avugaati: "Sinibaza ko nzonajayo."

Ndamubwira nti:"Ego, uzoza nyene."

111 Hanyuma bukeye,umuntu yari yakiriye amahera yo gufata ya ngoro y'amakoraniro, yaciyeayamusubiza, amubwira ati: "Dufise igiteramo c'umuziki. Twari twarahatanze, twaritwaravyibagiye duca dutakaza ivyabo bari barahafashe. None dutegerezwa kuhahaabo b'igiteramo, mwebwe ntimushobora kuharonka." Nuko turagenda kuri Town and Country.

Twarinjiye, muri ico gitondo, ng'abo bari bahagaze aho bose. Igihe nicara inyumay'intebe inyuma, ndindiriye, bamaze guheza gufungura imfungurwa zo mu gatondo, narabitegerejebirya no hino nk'uku. Izo mfungurwazo mu gatondo twazifunguriye ahantu mu cumba. Turasohoka, ndicara aho, hanyumahaza iryo Shirahamwe Rikomeye ry'Abakozi b'Imana bo muri Chicago. Narabitegerejehirya no hino. Umwe wese muri bo yisobanura avuga kw'ari Umudogiteri w'IndangabumenyiIsanzwe, Indangabumenyi mu vy'Amategeko., Indangabumenyi zo kuri Kaminuzay'Ubuhinga bwa None, ubwoko bwose bw'ibintu mwen'ivyo. Jewe nariyicariye gusandabatega amatwi, gushika bahejeje.

112 Hanyuma Mwene Data—Mwene Data Carlson arahaguruka.Avuga ati: "Bashingantahe…"

Kandi mwese muramuzi Hank Carlson. Kandi, ng'aho, muramubaza. Emwe, murabifiseng'aha nyene kuri bande. Nimba mushaka kugura iyo bande, iri ng'aha. Abo bahungubarayifise.

Yavuze ati: "Bashingantahe," ati: "Ndabereka kano kanya, Mwene Data Branham."Yavuze ati: "Mwese mushobora kuba mutemeranya na we, ku Nyigisho ziwe, arikoreka ndababwire ikintu kimwe. Mu minsi itatu ishize, twari twicaye ahantu, nimbauyo mugabo atambwiye ibintu vyose bibereye hano mw'iki gitondo, aho rerosimpagaze ng'aha. Yambwiye ko mwese mwobaye mugambiriye kumubaza ku Nyigisho ziwe.Kandi yambwiye ko vyobaye ngombwa ko ndeka ha handi hantu, hanyuma tukazang'aha. Kandi yarambwiye neza na neza ho Dogiteri Mead n'aba bantu aho bobaye bicaye,neza na neza, kandi raba ni ho bicaye." Yavuze ati: "Mushobora kuba mutemeranyana we, ariko, ndavuga ikintu kimwe, nta bwoba iafitiye ivyo yiyumvira."

Avugaati: "Kano kanya Mwene Data Branham, ijambo ni iryawe."

113 Ndavuga nti: "Imbere yuko dutangura…" Nasomye ivyo nakoze muri iki gitondo,nti: "'Sinagambarariye iyerekwa ryo mw'Ijuru.'" Navuze nti: "Noneho reka ibi tubikemure.Ubu, mwese muvuga kuo muri Abadogiteri mu vy'Ubumana; nanje mpagaze hano ndi jenyene."Navuze nti: "Nimba ar'uko, mushaka kumbaza, ku mubatizo mw'Izina rya Yesu. Turaherakur'ico cambere. Ndashaka ko umwe muri mwebwe bagabo ahitana Bibiliya yiwe mazeaze agahagarare hano i ruhande yanje, ku vyerekeye ku kintu na kimwe nigishije."Navuze nti: "Hagarara hano i ruhande yanje, kandi, hamwe n'Ijambo ry'Imana, mazemubihakane." Nararindiriye. Nta n'umwe yigeze akurak'umunwa. Naravuze nti: "Nasavyebamwe muri mwebwe bagabo kuza guhagarara i ruhande yanje." Ndababaza ati: "Bibagendekeyebite? None rero, mperera inyuma, nimba mutinye guhagarara hano i ruhande yanje."

Si jewebatinya; ni urya Mumarayika w'Imana Mushobora vyose. Ivyo, barabizi, nimba Yarashoboyekumbwira imbere y'igihe kuza…Bari incabwenge kuruta uko navyibaza. Bari bazineza kuruta guhagarara aho.

114 Uh-huh. Murabizi, muramaze gushika mur'ivyo, muri ivyobihe, namwe. Ariko ntibabikoze. Ikibazo ni ikihe, nimba bihambaye cane, kandi bakababazi ko ari ukuri?

Narabishize kuribande, n'ahandi hose; niteguriye kubivugako, mu buryo bwa Gikristo, hamwe naMwene Data wese. Nta n'umwe tuzoharira; ariko ndashaka ko muza, uhakana na kimwemuri Vyo, ukoresheje Ijambo. Aho rero atari gukoresha vya bitabu vyanyu; atariivya Dogiteri naka na naka, canke ivyo Umutagatifu naka na naka yavuze. Nshakakumenya ico Imana yavuze. Urwo ni rwo rufatiro. Ndashaka kumenya ico Ivyo biri.Ntabwo babikora.

115 Noneho, nimurabe,igihe c'ayo majwi ndwi kigeze. Noneho igihe c'ayo majwi ndwi kigeze, igiheIgitabu kiba kirangiye, c'aho Ivyahishuriwe Yohana 10 bihishurwa. Ubu reromurabe. Nimutege yompi.

Ubu rero, sinzakubafatira umwanya muremure. Ndazi ko ng'aha ndiko ndabaruhisha. Isaha zinezibura iminota mirongo ibiri. [Ikoraniro rivuze riti: "Oya. Bandanya!"—Umw.] Kanokanya mukurikire neza. Ndabizi, mwebwe muhagaze, hamwe na mwebwe mwesemuhinduranya ibibanza n'ibindi. Nzonezerwa ishengero niryamara guherahezwa kuburyo bitazoba ngombwa ko tugundana. Turashobora gufata umunsi wose tuvyigishako.

Ubu reromurabe. Aka kanya mwandike. Ayo majwindwi yari imituragaro, yaraturagaye.

Mana,dufashe. Niba nihenze ga Mwami, umbabarire.

Ndababazeikibazo. Haturagaye umuturagaro, igihe iri jwi ryumvikana. Mbega mwabonye, ko,igihe ya Mashashara Ndwi akurikira Ibihe Ndwi vy'Ishengero, igihe Ishashara ryambere ryaba ryuguruwe, mwabonye ko hariho umuturagaro waturagara? Ishashara ryambere mu Gitabu ryuguruwe, hariho

umuturagaro waturagara; none iri Shashara ryaMbere ntiryoba ryuguruka mw'ubwo buryo nyene? Imana ntihindura integuro yayo.

116 Reka tuzingurure hariya mu Vyahishuriwe Yohana 6.

Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twadushashara tumatanije ca Gitabu: numva kimwe muri vya binyabugingo bine kivugank'ijwi ry'inkuba kiti, Ngwino.

Aho, nta wundi muturagaro wongera wigera usubira kubaho. “Kandi Ishashara ryanyuma ryuguruwe, mw'Ijuru umwanya w'agacerere k'igice c'isaha.” Ariko, igiheIshashara rya Mbere ryugururwa, harabayeho uguturagara kw'umuturagaro.

Ôo, shengero, birashoboka bite? Tuza tugeze kure cane? Bagenzi,nimwiyumvire. Birashoboka. Nizere ko atari vyo. Ariko tuvuge iki nimba ari vyo?Uwo muturagaro wari uwuhe? Kandi imbere y'Imana, kandi ng'iyi Bibiliya izinguruye,simbesha. Uguturagara, kwaranyiganyije isi!

Kandi igihe Ishashararya Mbere, muri amwe ndwi igihe ryugururwa muri Bibiliya, ryaruguruwe, Rimwegusa, ariko uguturagara kwaranyiganyije vyose; umuturagaro. None hamwe ayo Mashashara ari inyuma yokwugururwa, nonentihoba umuturagaro, na ho? Sinzi. Sinshobora kuvuga.

Harabayeho umuturagaro, Ishashara rya Mbere, kandi Ishashara wari umuturagaro. Inzambayaruguruwe ico gihe. Kandi Inzamba yaravugijwe kuri Pentekote, ata nkeka. Ivyosinza kuvyinjiramwo.

117 Rero, nimba iryo yerekwa ryari iry'Ivyanditswe; rya yerekwa ndiko ndavugako, rimwenabona kuwa Gatandatu ushize. Ubu haheze iyinga. Nimba, noneho mwibuke hano, nimbarirya yerekwa ryari iry'Ivyanditswe, ritegerezwa gusobanurwa n'Ivyanditswe, cankerikaba ari ibandanya ry'ico Canditswe nyene. [Mwene Data Branham aciye abanzakuruhuka.—Umw.] Nari mbaje kurindira kugira ngo ivyo bibanze binyengetere.Nimba…

Iri nabonye, ico ryari riri, ntaco nzi, ariko ubwoba buranyishe. Nta na kimwegisigaye? Turi kw'iherezo? Mwibuke, uyu Mumarayika yavuze, igihe ibi vyashika,Yarahiye ati: “Nta gihe cobaye kigisigaye.” Ndibaza nimba mu vy'ukuri ikitugitahuye.

Uragira uti: “Erega, bisa nk'aho ukwo guturika kwa…” Mwene Data, Aza mu mwanyamutaba mwiyumvira. Hari aho uzovyumva ubwa nyuma.

118 Mbega ubu biratomoye? Igihe Ishashara rya Mbere ryugururwa, ya Mashashara yariimbere mu Gitabu, ya mabanga yavuzwa: gutsindanishirizwa, ukwezwa, ishengero Katolikary'i Roma, Abaporoti! Kandi igihe intambara zabo zose n'ibindi vyasize ibibintu vyenena vy'Ijambo ry'Imana, umumarayika w'indwi araza akavyegeranya vyosehanyuma akabisobanura. Murabona? Hanyuma, araheraheza, Imituragaro Ndwiigaturagara.

Igihe Yohana yari atanguye kwandika, yabwiwe ati: “Ntuvyandike. Ariko, bidomekw'ishashara.”

“Hanyuma Ishashara rya Mbere ryaruguruwe,” rya ya Mashashara y'imbere mu Gitabu,yugururanwa n'umuturagaro. Uh!

Nimba ibi ari Ivyanditswe, birashobora gusa kuba…Iyo Icanditswe na kimweari…Ikintu cose citwa ica Bibiliya…

119 Ni nk'uko, jewe udashobora kumbwira ko hariho ikintu nk'ico ngo “ipurugatori” n'ibindink'ivyo. Nta Canditswe muri Bibiliya kibishigikira. Ntushobora kumbwira ivyobintu, nk'igitabu ca ba Makabe, kumbure na vyo bikaba bimeze neza…“Hamwe n'icogitabu ca kane ca Daniyeli, aho Umumarayika yamufashe umushatsi wo ku mutwe, hanyumaavuga…amutereka hasi.” Nta bintu nk'ivyo vyigeze biba muri Bibiliya, aho, “Yesuw'i Nazareti yakoze inyoni ntoya y'ibumba, ayimadikako amaguru, avuga ati:'Fuuu! Guruka, kanyoni gato,'” ni ubupfu. Nta kintu na kimwe muri Bibiliya gishigikiraivyo. Rero ntabwo bifata…Aba—abasobanuzi, Imana yarabonye ko abasobanuzibatazongerako iyo mitegekere n'ubwo bupfu. Birashoboka ko bari abantu beza, abavukanyiba Makabe. Ni vyo. Simvuze ko batari abantu beza. Ariko ntabwo vyari Ivyanditswe.

Iki ni ukwihishura kunengesereye kwaYesu Kristo. “Nta kintu na kimwe gishobora kwongerwa canke gukurwa kuri Co.” Hamwehabaye ico twongeramwo Hano, ntibihura n'ibindi Vyanditswe. Hariho Ibitabumirongo itandatu na bitandatu vyo mw'iyi Bibiliya, kandi nta Jambo na rimwe rizovuguruzairindi.

120 Hanyuma, nimba iri ari ibandanya, ku gusamirana kw'izi nzamba zanyuma, nako iyiMituragaro Ndwi yanyuma yaturagaye, amabanga, Amashashara yanyuma, Azotegerezwakuvana, nako guhuza n'ibindi Vyanditswe. Kandi nimba ayo ya Mbere yari ahoimbere yuguruwe hamwe n'uguturagara kw'umuturagaro, n'Aya akurikira na yo nyeneni uko, Aya ari inyuma. Nimurabe ibiba. Nimba rirya yerekwa ryari iry'Ivyanditswe,aho rero ritegerezwa gusobanurwa n'Ivyanditswe, canke rikaba ari ibandanya

ry'icoCanditswe nyene.

121 Nimurabe, Ivyahishuriwe Yohana, 3 na 4, "Imituragaro Ndwi." Imituragaro Ndwi,hanyuma murabe, 3 na 4, hanyuma (iki?) Indahiro ya wa Mumarayika w'inkomezi,ngo: "Igihe cari cararangiye." Igihe iyi Mituragaro, murabona, yarumvikanishijeamajwi yayo, hanyuma uwo Mumarayika…

Nimuvyiyumvireko! "Umumarayika, yambaye igicu, n'isezerano ry'umunywamazi kumutwe wiwe." Emwe, murazi Uwo ari We. "Ashinga ikirenge kimwe i musozi ikindimu kiyaga, amanika ukuboko maze arahira, ko: 'Iyo mituragaro Ndwi igiheyumvikanisha amajwi yayo,' ngo, 'nta gihe cobaye kigisigaye.'"

Kandi nimba igikorwa c'ibango c'amabanga y'Imana cararangiye, bite se nimba ariayo mabanga ndwi aca atangazwa? Kandi ishengero rito, riciye bugufi nk'iryacu, kubonaMushobora vyose yamanutse akitegereza ibihe vyo ku rugero rwo hasi vy'abantubiwe! Uragira uti: "Iki? Si ko ndavyibaza." Kumbure bishobora kuba atari vyo.Ariko gute hoho hamwe vyoba ari vyo? Aho rero igihe cararangiye. Mwari mumazekuvyiyumvira? Nimube abadafyina. Hashobora kuba hararengeranye kuruta ukotuvyibaza.

122 Za nyenyeri zagiye mu kirwi hiyo hakurya! Uwo Mumarayika yaje, maze akavugaati: "Nk'uko Yohana yarungikiwe kurangiza Isezerano rya Kera no kwerekanaKristo, Ubutumwa buzorangiza ivyo bintu vyasigaye vyenena hanyuma buzomenyekanishaMesiya imbere gato yo Kuza kwiwe, Ubutumwa bwo mu minsi y'iherezo."

Nimurabe, uwo Mumarayika w'inkomezi yararahiye indahiro, ati: "Nta gihe cobayekikiriho."

Ubu rero, sinshaka kubafatira umwanya muremure. Nimwiyumvire gusa kuri ibi,umunota umwe.

123 Noneho Mwumve. Uyu Mumarayika yamanutse ava mw'Ijuru. Murabona? Abandi, barya bamarayikandwi ba ya mashengero ndwi, zari intwarabutumwa zo kw'isi. Ariko uyu Mumarayika… Ubutumwabwose burangiye; umumarayika w'indwi aheraheza vyose. Rero uyu Mumarayikantaturuka kw'isi; si umuntu wo kw'isi, nk'uko biri kur'izo ntwarabutumwaz'ibihe vy'ishengero; ivyo biba vyarangiye. Ariko, uyu Mumarayika azanyeitangazo rikurikira. Kandi umumarayikabisobanura "intwarabutumwa." Nuko amanuka ava mw'Ijuru, Yambaye iyo Nkingi y'Umuco,Igicu, n'umunywamazi ku mutwe wiwe. Umunywamazi ni isezerano. Yari Kristo, "Ikirengekimwe agishinga i musozi, ikindi mu kiyaga, arahira ati: 'Nta gihe kizobakigisigaye.'"

124 Turihehe, ga ba nyakwubahwa? Ibi vyose ni ibiki? Ndiko mbaza mwebwe.

Abandi bamarayika bari intwarabutumwa, abantu bo kw'isi. Ariko uyu Mumarayika…Aba,babwirwa ngo: "Ku mumarayika w'ishengero ry'i Lawodikiya," "Ku mumarayika w'ishengerory'i Efeso," intwarabutumwa zo kw'isi; murabona, abantu, intwarabutumwa, abavugishwa,n'ibindi, kw'ishengero.

Ariko, Uyu ntabwo Yazananye kw'isi. Yamanutseava mw'Ijuru, kuko amabanga yose yarangiye. Kandi igihe amabanga arangiye, uyuMumarayika yavuze ati: "Nta gihe kizoba kigisigaye," maze Imituragaro Ndwiituragara amajwi yayo.

Bite se nimba ari ikintu co kutumenyesha uko twinjira mu Kwizera kw'Izamurwa?Ni vyo? Tuziruka, dusimbe impome? Mbega hariho ikintu cimirije gushika, hanyumaiyi mibiri ishaje, yononekaye, mibi ikaba igiye guhinduka? Mbega noshobora kurambakugira ngo nzobibone, ga Mwami? Biri hafi ku buryo nzobibona? Ni mw'ururunganwe? Ba nyakubahwa, Bene Data, turi gihe ki? Tugeze hehe?

125 Reka turabe isaha, ikirangaminsi, kugira ngo tubone itariki tubayemwo. Isirayeliiri muri Palestina, mu gihugu c'amamuko. Ikimenyetso, ya nyenyeri y'amasonga atandatuya Dawidi (hashize imyaka ibihumbi bibiri, ego, hashize imyaka igera ku bihumbibibiri n'amajana atanu), rya bendera rya kera kuruta ayandi, ririkorirahungabana. Isirayeli yarasubiye mu gihugu cayo c'amamuko. "Igiti c'umusukozinicamara gutoha, urwo runganwe ntiruzopfa, ntiruzoshira, ntiruzohera, ivyobintu bidashitse."

Mumahanga biranse, Isirayeli yavyutse

Eheibimenyetso vyahanuwe;

Iminsiiraheze, yuzuy' amaganya;

Nyarukawew' ugisigaye.

Umunsiwo gucungurw' uri hafi,

Eh'imitima ifise ubwoba

NiwuzureMpwemu, tegura itara,

Ugucungurwakuregereje.

Abanyabinyoma,baguma babesha,

BatiYesu Kristo si We Mana,

BahakanyaUkuri,

Ntibahishurirwa,

Twehodukurikiy'intumwa.

Umunsiwo gucungurw' uri hafi,

Eh'imitima ifise ubwoba

NiwuzureMpwemu, tegura itara,

Ugucungurwakuregereje.

126 Bishobora kuba vyegereje kuruta uko muvyibaza. Vyaranteye ubwoba. Ôo, ntabwonakoze bihagije. Tugeze hehe?

"Nta gihe kizoba kikiriho." Atangaza ko igihe kirangiye. Haca haba iki? Hacahaba iki? Vyoshobora kugenda gurtyo ubu, ga Bene Data? Nimwiyumvire ata gufyinakurimwo. Nimba ari vyo, wa musonge washizweko ibuye ry'agasongero n'iyoMituragaro Ndwi.

Muribuka bwa Butumwa bw'umusonge? Ni Ibuye ry'agasongero. Ryakoze iki? Mpwemu Yerayarasakaje ibuye ry'agasongero umuntu ku giti ciwe amudomakw'ikimenyetso, igihetwongera ku kwizera kwacu; ukugororoka, ukwubaha Imana, n'ukwizera, n'ibindi, mazetubandanya twongerako gushika turonse vya bintu ndwi. Kandi ic'indwi rwariurukundo, na rwo rukaba ari Imana. Uko ni ko Yubaka umuntu ku giti ciwe, Ikamusakazaibuye ry'agasongero hanyuma Ikamudomakw'ikimenyetso na Mpwemu Yera.

None, nimba ari uko biri, Ifise ibihe ndwivy'ishengero, ivyo muri vyo Yumvikanishijemwo ayo mabanga ndwi, kandi barabirwaniye,kugira ngo babigarukane. None ubu Ibuye ry'Agasongero riraza, kugira ngorisakare Ishengero. Mbega iyo Mituragaro Ndwi ni ivyo bisobanura, ga Bene Data?Ba nyakubahwa, aho ni ho tugeze?

127 Junie, ngomba mfate ya ndoto yawe. Nimurabe. Junior, imbere yuko wa musonge unigishwako,amezi imbere yavyo, ni ho yabonye iyo ndoto.

Uragira uti: "Noneivy'indoto ni bimaze iki?"

Nebukadinezari yarose indoto Daniyeli yasobanuye, avuga intango y'igihe c'Abanyamahangahamwe n'aho corangiriye. Kandi vyagenze neza na neza uko nyene. Ntivyahushijen'agace na gatoya.

Murabona? Zanyandiko zivuga ko…zari ku rutare, nariko ndazibasobanurira. Bari banezerewecane. Iryo ni "ibanga ry'Imana" ritari ryaratahuwe mu myaka myinshi. Vyoshoborakuba ari ivyo?

Hanyuma murabena none. Mu buryo butangaje, twatumye ukuboko mu kirere, twabira igikoresho gikarishecarumuye igice co hejuru. Maze ahoimbere harimwo akabuye kera derere, ariko Ivyo ntivyasobanuwe. Nta vyandikovyari vyanditseko. Ivyo ntavyo nasobanuye, Junior. Ako Kabuye narakitegerejegusa, hanyuma mbwira Bene Data nti: "Nimwitegereze Ibi." Kandi ivyo birashitse,uyu mugoroba.

Maze mu gihe bariko bariga Ivyo, naranyereye nerekeza mu Burengero. Gukorayoiki? Kumbure gutahura insobanuro y'ivyanditswe hejuru kur'Ibi. Vyoshobora kubaari ivyo?

128 Hanyuma ukwo guturika, bukeye bw'aho, uwo mugoroba wundi, kwanyigangije gushik'ahonduga mu kirere, nkagera nk'ahagera iyi nyubako, wa murwi w'Abamarayika,Abamarayika ndwi mw'ishusho y'umusonge. Mbega ni iyo Mituragaro igiye kuza? Vyoshoborakuba ari ivyo?

Ibi vyose vyarasobanuwe. Ukurikije indotoyiwe, vyose vyari vyarangiye. Dukurikije Ijambo ry'Imana, intwarabutumway'indwi izorangiza, Ubutumwa bw'ndwi buzoba bwarangiye, hanyuma iyo Mituragarondwi. Abona ibuye ry'agasongero rishizweko.

Ivyo, abantu benshi ntibanazi ko hariho Amashashara Ndwi ategerezwa guhishurwa.Ndamaze gusoma ibitabu vyinshi vy'abantu bivuga ku Vyahishuriwe Yohana,sinigeze numva babivugako. Ivyo barabisimba. Ariko mwarabwiwe ko biriyo.

Sinzi ivyo ari vyo. Mbega vyoshobokakw'ari ivyo? Imana itugirire imbabazi! Nimba ari vyo, turi mu gihe c'isaha ihambaye.

129 Noneho, umunota umwe gusa, murabona. Nimba ari vyo, nuko ibanga ryararangiye, rimweryari ryanditswe mu bitandara.

Ndanezerejwe no kubona nicaye mu rusengero rufise abantu bubaha Imana, aboImana ishobora guha indoto. Ndanezerejwe no kumenya abo bagabo n'abagore baja mw'ishengerorya Junior, no kuri iri shengero rya Mwene Data Neville, na bo, yuko harihoabantu bicaye muri iri koraniro, kandi Bibiliya ivuga iti: "Bazorota indoto mu gihec'iherezo." None ng'ibi hano. Kandi murabe, birahuye n'Ijambo.

Nta na kimwe nari ndabiziko, harabayeho uguturagara, maze haza Abamarayika Ndwibavuye mu Bihe Bidashira. Nabajije nti: "Mwami, urashaka ko nkora iki?" Ntivyavuzwe.Nshobora kubanza kugenda, kugira ngo mbimenye. Sinzi. Bishobora no kuba atariivyo. Sinzi. Ndiko ndivugira gusa nti: "None hamwe vyoba ari ivyo?" Nimba bihuyen'Ivyanditswe, ivyo bias n'ibivyegereye cane. Mweho s'uko muvyibaza?

130 Nimurabe. Noneho, raba, ibuye ry'agasongero ntiryasobanuwe. Murabona? "Genda muBurengero, hanyuma ugaruke." Canke, ni ibi, ni abo Bamarayika Ndwi banjeko barimu murwi?

Kandi nitwahurira namwe ku Munsi w'izuka, muzobona ko ntabesha; Imana, ni yoMucamanza wanje.

Canke, iyi yoba ari ari indunduro ya kabiri imwe navuga ejo bundi? Ni ikintu kanakakigiye kuza kubw'Ishengero? Sinzi. Noshobora kuguma kuri ivyo gato, ariko ngombankomeze.

Vyoshobora kuba ari ivyo, umuturagaro uhambaye, canke Umumarayika w'indwi muribamwe ndwi, wa murwi, wa murwi w'igihe c'indwi, umusonge wabo umeze (batatu ku ruhande,hamwe n'umwe hejuru), hanyuma bakava mu Bihe Bidashira? Vyoshobora kuba ariivyo?

Mbega iri ni rya banga ry'Imituragaro rizogarukana rya Buye ry'Agasongero?

131 Murabizi,uwo musonge ntiwari bwigere usakarwa n'ibuye ry'agasongero. Ibuye ry'Agasongerontiriraza. Ryaranswe. Vyoshobora kuba ari ivyo, ga Bene Data, Bashiki bacu?

Canke, uyu ni wa Mukwego wa Gatatu Yambwira, mu myaka itatu canke ine iheze?

Umukwego wa Mbere, muribuka ivyahaye? Naragerageje kubisobanura. Yavuze ati:"Ntukore ivyo."

Umukwego wa Kabiri, Yavuze ati: "Ntugerageze." Hanyuma narakweze ukobiri kwose. Muravyibuka? Mwese muravyibuka. Biri kuri bande n'ibindi vyose.

Hanyuma Yavuze ati: "Ubu rero hariho Umukwego wa Gatatu ugiye kuza, arikontugerageze kubisobanura." Murabona ukuntu negereye Ibi, uyu mugoroba? Sinzi.Ariko, ndumva mfise inshingano kw'ishengero ryanje, kugira ico mvuga. Namwe mufateumwanzuro wanyu.

132 None rero, iri ryoba ari rya banga ryokwugurutse, rimwe ryozanye Kristo, rikazanaUbushobozi kw'Ishengero? Murabona? Turamaze…

Turizera ukwihana, kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Turizera kwakira MpwemuYera. Turafise ibimenyetso, utwumiza, ibitangaza, ukuvuga mu ndimi, n'ibintu Ishengerorya mbere ryari rifise. Kandi, mvugishije ukuri, hari vyinshi vyakozwe, hanonyene, kuruta ivyanditswe mu Gitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa, muri uyu murwi mutow'abantu, iki gikorwa c'ibango gitoya cacu hano. Tuvuge iki ku isi yose? Murabona?Ibirenze ivyanditswe mu Gitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa, vya bindi nyene! Kuzuka kw'abapfuye!Mwibuke, hariho abantu batatu gusa bazuwe, na Yesu Kristo, bari barapfuye. Nonetwebwe dufise ivyemezo, ivyemezo vy'abaganga bitanu. Murabona?

"Ibikorwa nkora, namwe muzobikora, mukore n'ibibiruta."

133 Ndazi ko insobanuroy'Umwami Yakobo ivuga "ibihambaye," ariko nta na kimwe ushobora gukora gihambaye.Ni vyinshi vyavyo! Ico gihe Yari mu Muntu umwe; ubu ari mw'Ishengero ryose. Murabona?"Muzokora ibiruta, kuko ngiye kwa Data."

Nimba uyu ari wa Mukwego wa Gatatu, aho rero hariho igikorwa c'ibango gihambayekiri imbere. Sinzi. Sinshobora kuvuga. Si—sinzi.

Mwitegereze. Umukwego wa Gatatu, reka duhagarare kuri ivyo, umunota umwe. Mw'iyerekwa,inyoni ya mbere zari inyoni nto z'intwarabutumwa; aho ni hamwe twatangura ubwambere. Vyarakuze, uhereye ku gukora umuntu ku kuboko gusa.

Hanyuma muribuka ivyo Yambwiye? "Niwashimika mu mutima, hazogera n'igihe umenyan'amabanga y'imitima yabo." Ni bangahe bibuka ivyo bitangarizwa aha nyene, nomumahanga? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] None vyarashitse? ["Amen."] Nezana neza. Hanyuma ati: "Ntutinye. Nzobana nawe." Murabona? Kandi bizobandanya.

134 Rero, Umukwego wa Mbere twari utunyoni duto,; tumwe twaguruka. Twaciye tugendaguhura n'igihe, guhura no kuza kw'Umwami; Ubutumwa bwa mbere.

Ubwa kabiri, amabanga y'umutima. Uhereye ku gukora umuntu mu kiganza, hanyuma

ugahagararagusa aho ukavuga ivyo bagize; ubukurikira, vyahishuye ivyaha vyabo hanyumabibabwira ico gukora. Kandi ma-… Mbega ukwo ni ukuri? [Ikoranirorivuze riti: "Amen."—Umw.] Hanyuma, ivyo vyarashitse, neza na neza, nk'ukoImana yari yarabivuze. Kandi muri ivyabona, hamwe n'isi, be n'ishengero.

Igihe navuganti: "Nabonye Umumarayika, kandi wari Umuriro waka ibara risa n'umutotouhishiye," abantu baratwenze bareguka, bavuga ngo: "Billy, nube uvugaibintu birimwo ubwenge we nawe." Ijisho ry'icuma rya kamera ryarayifotoye.Sinariko ndabesha. Nariko mvuga Ukuri: Imana yaravyemeje.

Navuze nti:"Igitutu c'umwijima; ni urupfu, cirabura. Kandi Ibi birera. Kimwe ni Ubugingo, ikindi ni urupfu." None ngwa birya, kw'ifotohariya inyuma. Kuri…

Nk'ukoGeorge J. Lacy yabivuze, "Ijisho ry'imashini ry'iyi kamera ntiryofotora ivyiyumviro."Muriko murankurikira? [Amakoraniro avuze ati: "Amen."—Umw.]

135 Nimurabe, inyoniya mbere nto; ukuboko. Iya kabiri yari nini, yera, inuma; Mpwemu Yera ahishuraamabanga y'imitima. Ivyagurutse ubwa gatatu bari Abamarayika (atari inyoni),Abamarayika; kandi iryo ni iherezo ry'ibihe, nta bindi. Mbega iki kizoba ari co gihe, ga Mwene Data? Iki ni cogihe?

Ubu rero mutege yompi n'ubwitonzi ntangere,kandi ibi ntimubisobanure nabi. Ngomba ndababaze ikintu kimwe.

Reka dusubire inyuma umunota umwe gusa. Ishengero rirazi ko ari ukuri. Isi y'ubushakashatsiirazi ko ari ukuri. Kandi abantu bicaye hano, uyu mugoroba, kandi benshi baracariho,bari bahagaze hano ku ruzi igihe rya Jwi ryumvikana, rivuga riti: "Nk'ukoYohana yarungikanywe ubutumwa bwo kuza kwa mbere, ni ko biri no kw'ubu Butumwabwa kabiri, bw'Ukuza kwa kabiri." Muravyibuka? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.]

None nimba birangiye, Yohana yakoze iki? Yohana ni we yavuze ati: "Ng'uyu Umwagaziw'Intama w'Imana ukuraho ivyaha vy'abari mw'isi. Uwo ni We."

136 Iyo saha,yarageze, ga Bene Data? Simvuze ko ari uko. Sinzi. Ariko, ndiko ndababaza. Ngombako mwiyumvira. Cnke, iki coba ari co gihe bizongera kuba: "Ng'uyu Umwagaziw'Intama w'Imana"?

Canke, igihe ca Malaki 4, "Guhindukiza imitima y'abana igasubira mu Kwizera kwaba data"? Uzoba ari uguturagara kungana gurtyo kuzo—kuzokora ibintu bihambayebingana birtyo, ku buryo bizohagarikaIshengero, ryakweze ibirenge kandi ridashobora gutahura amabanga y'Imana, n'ibindi? Nibabona ukwo guturagara kw'inkomezi nikwakubura, bizoca bihindukiza imitimayabo igaruke kuri Data, nk'uko Bibiliya yabivuze? Canke, ubu ni Ubutumwabwamaze kurengana, bwari bukwiye kubikora? Sinzi.

137 Iki ni ikimenyetso c'igihe c'iherezo, ba nyakubahwa. Canke, iki ni ikimenyetsocerekana ko vyarangiye? Bisa n'ibihuye cane n'Ivyanditswe, kuri jewe. Sinzi. HărihóAbamarayika. Harabaye uguturika, nk'umuturagaro, kwanyiganyije isi yose. Imanairazi ko mvuga ukuri.

Mwibuke gusa, hariho ikintu cimirijegushika. Sinzi ico ari co. Ariko vyoshobora kuba ari ibi? Impamvu mvuze ibi, nimwitegure!Reka dusenge, (dusenge gute?) dufate umwanya wacu mu ngabo z'abizera biwe, mazetwitegure, kuko hashobora kuba hararengeranye kuruta uko tuvyibaza.

Muranzi, kandi sinigeze ndababwira ibinyoma, yamara, aho ngeza kumenya. Nk'uko Samweliyababwiye ati: "Hari ico nigeze mbabwira mw'Izina ry'Uhoraho, kitashitse?" Uburero, ndiko mbwira mwebwe aka kanya. Sinzi ivyo ari vyo. Sinshobora kuvuga ivyoari vyo. Sinzi. Ariko, ngiye kubabwira Ukuri. Ndafise ubwoba. Nka Mwene So, ndafiseubwoba kuva kuwa Gatandatu ushize.

138 Gishobora kuba igihe c'umuhero. Gishobora kuba ari igihe aho iminywamazi igiyegukwira mu kirere, maze itangazo rivuye mw'ijuru, rivuga riti: "Nta gihegisigaye." Nimba ari vyo, reka twitegure, bagenzi, guhura n'Imana yacu. Ubuhariho Imfungurwa nyinshi zashinguwe. Reka tuzikoreshe. Reka tuzikoreshe ubu. Hamwenanje, kuva kur'uru ruhimbi, ndatakambira Imana nti: "Mwami Yesu, ngiriraimbabazi!" Naragerageje kubaho neza uko nari nzi. Naragerageje kuzanaUbutumwa mu buryo bwiza nashoboye, buva mw'Ijambo ry'Imana. Imana irazi umutimawanje.

Ariko, igihe uwo murwi w'Abamarayika wakubura aho hantu, narakongataye. Namazen'umwanya munini natimvye. Mbere niyumvise nk'aho, haheze umwanya munini inyumay'aho, naragerageje gutembera mu cumba, numvise ari nk'aho mu ruti rwumugongo,no kuduga mw'ijosi, nari nakongataye rwose, vyasa nk'aho natimvye ata kintunabasha kwumva. Sinashoboraga kwumva, mu biganza vyanje. Namaze umunsi wosenajorewe. Nari—narinjiye mu cumba gusa hanyuma ndicara.

139 Ku w'Iyinga, naramanutse hano kuvuga ubutumwa, hanyuma ngera—ngerageza kwinyiganzango ndavyikuremwo, mu kuvuga. Ku wa mbere, vyari vyongeye kugaruka. Kandi biri hanon'ubu.

Kandi sinzi.Sinzi, ba nyakubahwa. Kimwe gusa ndiimvugakuri, hamwe namwe, nka Bene Data. Sinzi.

Mbega iki ni co—ni co gihe? Ikini co gikorw-…amabanga yose yarangiye? Mbega inzamba yarangije gusamirana? Mu vy'ukurini ya Mituragaro Ndwi yimirije kuvuga ikintu kanaka, ku buryo wa murwiukoraniye hamwe uzoca uronka kwa Kwizera kw'Izamurwa, ukagenda mw'Izamurwaigihe Azozira? "Kuko tuzohindurwa," vyihuse nk'uko abo Bamarayika baje, "mu kanya,mu kanya nk'ako gukubita urugohe; tuzoteruranwa n'abari barasinziriye, gusanganiraUmwami mu kirere."

Ng'iriisengesho:

Mana, nimba ari vyo, sinzi, Mwami. Nariko ndabwira ishengero gusa. Nimba ari vyo,ga Mwami, tegura imitima yacu. Tugire abiteguye, Mwami, kuri iyo saha ikomeye, iyokahise kose k'igihe, abavugishwa bose n'abanyabwenge barindiriye ico gihe.Mwami, sinzi ico kuvuga. Notinya kuvuga nti: "Ntuze, Mwami." Numva nteye isoni jeweubwanje, iyo ndavye nkabona ingene isi imeze, ntaco nabikozeko kirenze iconabikozeko. Ndateye isoni jewe ubwanje. Nimba ejo hazobaho, Mwami, siga amavutaumutima wanje. Nsiga amavuta bimwe bikomeye, Data, ku buryo nshobora gukoraibishoboka vyose, kugira ngo nkuzanire abandi. Ndi uwawe.

140 Numva meze nka Yesaya, mu rusengero wa munsi, igihe yabona Abamarayika bagurukahirya no hino, batwikirije amababa mu maso habo, n'ibirenge vyabo, ayandibayagurukisha, babwirana bati: "Uwera, uwera, uwera!" Ôo, ese ukuntu uwomuvugishwa akiri muto yahungabanye. Yari yatanguye gushika mu bigero. Amazekubona ivyo, n'ubwo yari yarabonye amayerekwa, yaratakamvye ati: "Ndagowe!"

Data, birashoboka ko niyumvise meze nka we,igihe nabona abo Bamarayika ejo bundi wa mugoroba, canke canke ca gitondo, nako.Ndagowe, kuko ndi umuntu w'iminwa yanduye, kandi mba mu bantu banduye. None,Data, nyeza.

Ehe ndi hano. Ntuma, Mwami, icyo ari co cose. Kandi mpagaze kuri iki gicaniroaho maze imyaka mirongo itatu. Nimba hariho ikintu kanaka, Mwami ushaka konkora, ehe ndi hano. Nditeguye, Mwami. Ariko, ese nogirirwa ubuntu imbere yawe.Nsenze nciye bugufi.

Ndasengeye ubu busho buto ubwo Mpwemu Yera yangize umugenduzi wabwo, kugira ngondabugaburire. Kandi nakoze ivyo nzi vyose gukora, Mwami, mu kubagaburira Umutsimaw'Ubugingo. Nko muri iryo yerekwa, hashize imyaka myinshi, aho ca gihuzu kininicari mu Burengero, hamwe n'umusozi w'Umutsima w'Ubugingo; agatabu gato kitwango: "Sinagambarariye Iyerekwa ryo mw'Ijuru."None ehe vyose birashitse, birahishuwe imbere y'amaso yacu.

141 Uri Imana, kandi nta yindi ibaho atari Wewe. Twakire, Mwami. Duharire ivyaha vyacu.Ndihannye ukutizera kwanje kwose, ibigabitanyo vyanje vyose. Ndatakambiye kugicaniro c'Imana.

Mu gihe nje uyu mugoroba, hamwe n'iri shengero rito imbere yanje, kubwo kwizeratuvuye muri iyi nyubako, mw'izamurwa, "nk'uko twicaye hamwe ahantu homw'Ijuru," dukikije Intebe y'Ubwami y'Imana. Imitima yacu yaragurugumbwe incuronyinshi, mu bintu twabonye Ukora, kandi Uduhishurira amabanga yawe. Ariko,Mwami, uyu mugoroba, ndarambiwe. Ndagowe!

Na—na Yakobo, igihe yabona ba Bamarayika bamanuka baduga kuri ca curirizo, yavuzeati: "Aha ni ahantu hateye ubwoba, nta handi atari inzu y'Imana." Maze aho ni hoBeteli yashinzwe.

Mana, abantu ntibabitahura ivyo. Biyumvirako hategerezwa kuba harimwo umunezero mwinshi. Ariko, Mwami, mbega umunaniro,mbega ikintu giteye ubwoba ku kiremwa-muntu kuza mu Nyonga za ca Kinyabuzimagihambaye c'inkomezi co mw'Ijuru.

Ndasabiye imbabazi ishengero ryanje rito hano, iryo wantumyeko ku—ku—ku—kuyoborano kurōngōra. Bahezagire, Mwami. Nakoze nkurikije ivyo amayerekwa indoto n'ibindivyavuze, neza cane aho ubwenge bwanje bugera. Narashinguye Imfungurwa zose ukondabizi kwose, kubwabo, Mwami. Ivyo ari vyo vyose, Mwami, turi abawe.Twiyeguriye mu biganza vyawe, Mwami. Nutubere Umunyembabazi. Utubabarire. Kandireka tukubere ivyabona igihe cose tuzoba turi kw'isi. Noneho, igihe ubuzima buzobaburangiye, uzotwakire mu Bwami bwawe. Kubera ko tubisavye mw'Izina rya Yesu.Amen.

142 Umwe wese muri mwebwe, niweze umutima wawe wose. Shira ku ruhande ibindi bintu vyose,uburemere bwose, bikure mu nzira yawe. Ntiwemere ko hagira ikintukikubangamira. Ntutinye. Nta kintu na kimwe co gutinya gihari. Nimba Yesu aje,ni cane…Ni co gihe isi yose yaborogeye kandi yatakambiye. Nimba ari ikintu kigiyekuba ubu, kubwo u—ukuza gusha, ukuza gusha kw'ingabire nsha canke ikindi kintu,bizoba ari vyiza. Nimba hageze igihe co guhishurwa kwa ya Mituragaro Ndwi izohishurirwaIshengero, ingene rizogenda, sinzi. Mpejeje kuvuga gusa ivyo nabonye. Ôo, bagenzi,mbega igihe! Ni igihe gihambaye kandi gikomeye co kuzirikana.

Kandi na ho nimba igihe kigeze ngo ngende, ndi uwa…Mwami, ndi uwawe. Niwarangiza,uraca uza, Mwami Yesu.

Ahantu hashobora kuba hose, canke igihe ico ari co cose, ndi uwiwe. Simvuzeko nipfuza kugenda; si

ko mvuze. Ndafise umuryango wo kurera. Ndafise UbutumwaBwiza bwo kwamamaza. Ariko, ivyo biraba ubugombe bwiwe, atari ubugombe bwanje.Ubwo ni ubugombe bwiwe. Sinzi.

Ndiko ndababwiragusa ivyo ari vyo. Igihari, Imana izobishitsa. Ariko ndababwiye ivyo nabonye n'ivyabaye.Ico bisobanura, ntaco nzi. Ariko, ba nyakubahwa, uyu woshobora kuba ari womuhero? Uh!

143 Abantu bari ng'aha aka kanya, abantu batandatu barose izo ndoto. Mbegantibitangaje kubona hatabonetse iy'indwi? Mbega ntibitangaje cane? Izozitandate zaje zikurikirana, hanyuma buno nyene iryo yerekwa. Abo bantu barihano. Mwene Data Jackson, hano, yari umwe muri bo; Mwene Data Parnell yari uwundimuri bo; Mushiki wacu Collins yari uwundi muri bo; Mushiki wacu Steffy yari uwundimuri bo; Mwene Data Roberson yari uwundi muri bo; na Mwene Data Beeler yari uwundimeuri bo. Kandi Data wo mw'Ijuru arazi ko ata yindi ndoto ijanye na vyoyabonetse. Hanyuma ivyo birangiye, uwugira indwi…yari Mushiki wacu Steffy, bunonyene iyerekwa riraseruka. Murabona? Murabona igituma ngiye kugenda? Murabonaimpamvu ntegerezwa kugenda? Ntegerezwa kubikora.

Kandi, bagenzi, ntimuhange amaso jewe. Ndi Mwene So. Ntimurabe cane jewe, kukondi umuntu buntu. Nzotegerezwa gupfa nk'abandi bose. Ntimwumvirize jewe; ariko mwumvirizeivyo navuze. Ivyo navuze ni ubu Butumwa. Ntimurabe cane intwarabutumwa; rabaUbutumwa. Gumiza ijisho, atari ku ntwarabutumwa, ariko ku Butumwa. Ivyo Bwavuze,ni co co kugumizako ijisho.

Kandi Imana idufashe, ni ryo sengesho ryanje.

144 Ndanka…Sinari nipfuza kuza, ngondababwire ibi, ariko nta na kimwe nobura kubabwira.

Ubu rero, aho ngeza kumenya, reka ndababwire.Aho ngeza kumenya, nzogenda mu minsi ibiri canke itatu iri imbere, kuwa Gatatumu gitondo, ngana…ngiye muri Tucson. Sinzoba ngiye muri Tucson kuvuga ubutumwa.Singiyeyo kuvuga ubutumwa. Ngiye muri Tucson, gushira umuryango wanje kw'ishure,hanyuma mbe inyererezi.

Ngiye kuduga muri Phoenix, kugira ngo nkore urwo rukurikirane ruto rw'ibikorane,ivyo bikazoba ari Ubutumwa buto gusa. Ha—hanyuma, kumbure, ntabwo nzo…

Nibaza ko bashaka ko mvuga ubutumwa mu gikorane ijoro rimwe. Nta na kimwebigeze babivugako, basavye ko nohaba gusa. Murabona, ivyo ntibisa neza, kurijewe.

Kandi ndafise ijambo, NI K'UHORAHO AGIZE, kuri Mwene Data Shakarian, nawe.Uh-huh. Sinzi ico azobikorako, ariko ndafise ijambo ryo kumubwira. Sinzi ico azokora.Ni we biraba.

145 Mwarabonye rya Jwiryanyuma? Ntivyari bikwiye kuba ukwitunganya, ariko batangaje za nemera zabo. Ukwitunganya,aho rero nzoca ndabiheba. Jewe ndi hanze y'ibintu mwen'ivyo.

Rero, dukeka ko Mwene Data Arganbright na Mwene Data Role, umudipolomate womuri Washington musi y'abaperezida indwi, bategerezwa kuja muri Afrika. Kandi MweneData Role, na jewe, na Mwene Data Arganbright, tuzoca tuja muri Afrika, mu bikoranebimwe muri Afrika y'Epfo no muri Tanganyika, hamwe na Mwene Data Boze. Hanyumatuzoca tugenda tumanuka, kandi birashoboka ko tuzoca muri Australia, tujane iyonzira turiko turagaruka, Umwami natakora ikintu kanaka gitandukanye. Ariko, imbereyuko ngenda, nzobanza kugaruka hano.

Noneho, ninagruka mvuye hiyo, Imana niyaba itaravugana nanje, mu buryo ubucanke buriya, nzoca mpitana umuryango tuduge hiyo muri Anchorage, muri Alaska. Ahoni mu Bumanuko bushira Uburengero; aho hazoba mu Buraruko Bushira Uburengero. Mazenzobareka bamareyo ici ryose, ni igihe haba hashushe cane muri Tucson ku buryohoguturira n'urukoba. Sinibaza boshobora kuvyihanganira. Bohava barambirwan'aho hantu bagacika intege! Ntitugurisha inzu yacu. Iguma aho, hamwe n'ibikoreshovyo mu nzu. Sinzi ico gukora.

146 Hanyuma, ici niryarangira, Umwami niyabigomba, nshaka kuzoca mva muri Alaska, manukanei Denver, mu Burengero bwo hagati; mu Bumanuko bushira Uburengero, Uburarukobushira Uburengero, Uburengero bwo hagati, nsemerere nti: "Ô Mwami, urashaka konkora iki?"

Hagati aho, Ubutumwa bwose bwo kwigishwa, aho ngeza kumenya, buzobera hano, kw'irihema. Hano ni ho hazoba hari amabănde. Hano ni ho icicaro gikuru kiri.

Kandi sinshaka kugumana n'umuryango wanje, mu Burengero. Ngiye kurondera kugezandonse ico Imana ishaka ko nkora.

Uyu mwaka bidakemutse, noneho, mu mwaka uza, ata mazi canke imfungurwa, nzojamu bugaragwa, maze ndindire gushika Ampamagaye. Sinshobora kubandanya gurtya. Utegerezwaguhererwa. Utegerezwa kugera ahantu ushaka kumenya ubugombe bw'Imana. None nigute woshobora gukora ubwo bugombe nimba utabuzi?

Ndiko ndahushagirika kubera icerekezo c'iryo yerekwa, "Ivyo wakoze." Murabona? Kuzungurukank'umumisiyonari be n'umukwiragizabutumwa, gushika ukwo guhamagarwa kubaye.Muraryibuka rya rindi, hamwe twashiraho ibuye rigumya imfuruka? Yavuze ati:"Kora igikorwa c'umukwiragizabutumwa." Ntiyavuze ngo "Uri umukwiragizabutumwa."Ariko ngo "Kora igikorwa c'uyo," kumbure gushika igihe kigeze kubw'ikintukanaka kindi, iyindi mpinduka y'igikorwa. Gishobora kuba ari ikintu kanakakagitandukanye. Sinzi.

147 Muramukunda? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen.—Umw.] Ivyo mubimenye neza atagukekeranya. Mubimenye neza, abakunda Umwami.

Abitez'Uhorah'Imanabazokwiyubura mu nkomezi,

Bazogurukish'amababa nk'inkona,

Bazokwirukantibaruhe, bagende ntibadendebukirwe,

NyigishaMwami menye kurindira.

Ndamukunda.Ndazi namwe kw'ar' uko. Rero ejo ku mugoroba…

Ndibaza ko ndabitomoye gato. Si ko none? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.]Mu buryo butomoye uko nshoboye, ivyo ni vyo nzi gusa. Ivyo ni vyo nzi gusanovuga. Hanyuma ninahishuririrwa ikintu kanaka, nzoca nihutira kubibabwira. Ndaziko namwe mushishikaye kubimenya. Ndashishikaye kubimenya. Sinzi icovyasobanura. Sinzi iyo—iyo ngiye. Si—sinzi ikigiye gushika. Ndiko—ndiko ndagiragusa…Ikintu rudende nzi, n'uko ngiye kugenda, kubw'ubuntu bw'Imana. Hanyuma,Azombwira ninashikayo, kumbure. Ariko, ikindaba ubu, ni kugenda. Kandi kumbureko nshobora kutamarayo amayinga abiri, gushika nshitse ahandi hantu kanaka,kandi kumbure singaruke hano. Ukwo ni ukuri. Sinzi. Ariko ngiye ku…

Mw'iryo yerekwa hariho umugore wanje n'abana banje. Hanyuma icari gihari, n'ukonari mu mukogote usakaye. Maze mu munota ninjiriyeyo, hariyo, nari mu modoka yanje. Kandi ukoni ko ngiye kugenda, mu minsi mikeya, ntazi iyo nerekeje, ntazi ico tuzokorayonitwagerayo, tubaye bugende gusa.

148 Imana iratangaje kuri twebwe, kubera inzira zayo zidaserangurika. Ishakaukwumvira.

"Ugiyehehe."

"Ivyontibikuraba. Wewe bandanya ugenda."

"Ushakako nkora iki ga Mwami?"

"Ivyo ntibikuraba. Wewe nkurikira." Uh-huh. Uh-huh. "Wewe bandanya ugenda."

"Nzogarukirahehe?"

"Noneivyo birakuraba? Wewe bandanya ugenda gusa."

Rero,ehe ndagiye, mw'Izina rya Yesu Kristo. Uh-huh. Amen.

Ndamukunda,ndamukunda

KukoYabanje kunkunda

Anyigurir'iGologota ku giti.

Nda…(Ng'ubwoubuzima bwanje.) Nda…(Ico nabereyeho ubuzima bwanje bwose!)

KukoYabanje kunkunda

Anyigurir'iGologota ku giti.

Bashingantahe, mbega iki ni co gihe? [Mwene Data Branham ahibongoje Ndamukunda—Umw.] None mu gihe twongerakuyiririmba, ramukanya n'uwuri i ruhande yawe. Mubwire uti: "Mwene Data,Mushiki wacu, nsengera. Nanje ndagusengera."

Nda…

Nsengera Mwene Data Neville. [Mwene Data Neville amwishuye ati: "Ndabikora,Mwene Data. Nanje unsengere, Mwene Data. Urakoze."] Nsengera Mwene Data.Nsengera, Mushiki wacu. Nsengera.

…kunkunda

Anyigurira…

Senga,nsengera,…?...Nsengera,…?...Nsengera,…?...Nsengera.

…Gologota kugiti.

Kuko je…

Rekatumuzamurire ibiganza.

…Ndakunda…(Urukundorw'ukuri!)

Kuko yabanjekunkunda

Anyigurir'iGologota ku giti.

Ego,nda…(N'umutima wanje wose!)

Bandanya, Mwene Data Neville. Ndagiye. Menyesha isaha y'igikorane.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7